**Université du Burundi**

**Dépôt institutionnel officiel** **https://repository.ub.edu.bi**

Grenier du Savoir du Burundi Mémoires et Thèses

2016

# Umugambi wa kazinduzi y'amazina y'uruhàro yérékeye ingoma y'uburundi : kava mu kinjana ca xv gushika mu ntango y'ikinjana ca xx (1400-1920)

Nduwamahoro, Anitha

UB, FLSH

https://repository.ub.edu.bi/handle/123456789/1967

*Téléchargé depuis le dépôt institutionnel officiel de l'Université du Burundi*

# UNIVERSITE DU BURUNDI

**FACULTE DES LETTRES ET DES SCIENCES HUMAINES**

**DEPARTEMENT DES LANGUES ET LITTERATURES AFRICAINES**


# UMUGĂMBI WA KAZĪNDŪZI Y'ÁMAZÍNA Y'ÚRUHÁRO YĒRÉKEYE INGOMA Y'ÚBURŬNDI: KUVA MU KĪNJANA CĀ XV GUSHIKA MŪ NTÂNGO Y'ÍKĪNJANA CĀ XX

**(14OO-1920)**


**PAR :**

**Anitha NDUWAMAHORO**

**<u>Sous la direction de :</u>**

**Denis BUKURU (PhD)**


Mémoire présenté et défendu publiquement en vue de l'obtention du grade de « **Licenciée** en Langues et Littératures Africaines ».

**Bujumbura, Janvier 2016**

**ITÛRO**

Bavyêyi bānje Mudesika KAYAYA na Yoronimo NDUWAMAHORO wĭtavye Imâna,

Bavûkanyi bānje,

Ncutí n'ábagēnzi,

Nămwe mwëse mūmfíse ku mutíma,

Ndabátūye iki gikórwa.

## IJĀMBO RYÓ GUKĒNGURUKA

Imbere y'ûkó nshikíriza iki gikórwa, nashāka kubânza gukēngurukira cāne abo böse bĭtānze kugíra ngo iki gikórwa gishobóre gushika kurí iyi ntâmbwé.

Ubwā mbere ndashīmiye bivūyé ku mutíma umwĭgīsha Denis BUKURU, wé yĕmeye kwĭremēka umutwâro utōróshe wó gukúrikirana iki gikórwa aranĭtānga cāne kăndi yarí asânganywe imirimo myĭnshi.

Ndashīmiye kăndi abĭgīsha bó murí kaminûza y'Úburŭndi na cānecâne abó mu gisáta c'îndími n'ámayăgwa yā Afiríka, bămpāye ubumenyi baránănyigīsha imicó, amayăgwa n'úbutōhōji arí na bwó bushikánye iki gikórwa kw'īhérezo.

Ndashīmiye n'ábĭgīsha böse bó mu mashŭri y'întângo n'áyĭsūmbuye kukó ikivi kigira intângo. Nkaba mbóneyehó n'ákaryó kó gushīmira abanyêshŭre twĭganye kuva mu mashŭre y'întângo gushika murí kaminûza kukó twăsāngiye vyĭnshi na cānecâne impanūro, ubumenyi, ugufáshānya murí utu cânké túrĭya.

Ndashīmiye imiryāngo ya Elifazi NSHIMIRIMANA, Petero Karaveri NIYONGABO na Berikimasi GAHUNGU yó yanyákīranye urukûndo n'úrwĕze igihe naríko ndatégūra iki gikórwa. Ndashīmiye abo böse băgize icó batērêra kugíra ngo iki gikórwa gishobóre kurānguka; umuryāngo wa Rafaheli REMEZO, umuryāngo wa Matayo MINANI, umuvyêyi wānje nsigáranye Mudesika KAYAYA ku buryó n'ímpanūro yagîye arămpa.

Hējuru yá vyöse, sinōkwīrēngagiza Imâna yó yampâye amagará mēzá irāndōngōra irămpa ingoga, irāntāmbutsa gushika kurí uyu mŭsi; nkaba ndáyikēngurukiye kukó ubwānjé nta vyo narí kwĭshoboza.

Anita NDUWAMAHORO

**INSÍGŪRO Y'ÍNYANDIKO MPFUNYAPFUNYO YAKÓRĒSHEJWE**

- **-ak-** : akarorero
- **-ut-** : uturorero
- **-int-** : integûza
- **-iny-** : inyîtāngizo
- **-its-** : itsítso
- **-ag-** : agasôzo
- - ± - : kugereranya imyâka ( nka 1920)

**INCÂMAKÉ**


Iki gikórwa cītwá « Umugămbi wa kazīndūzi y'ámazína y'úruháro yērékeye ingoma y'úburŭndi: kuva mu kīnjana cā XV gushika mū ntângo y'íkīnjana cā XX (±1400-1920) » gisigūra amazína y'úruháro makúrumákuru yērékeye ingoma y'Úburŭndi yatôrorokanijwe mu bitabu vyănditswe n'ábatōhōji bănditse ku kăhise k'Úburŭndi bw'ímbere y'ábazŭngu (MWOROHA E. 1987, BAHENDUZI M. 1991, VANSINA J. 1972, NDORICIMPA L. et GUILLET C. 1984 n'ábăndi).

Ibigabáne nyamúkurú ni ibi: Intângamárārá, Kazīndūzi y'ámazína y'úruháro n'úbuhĭnga bwó kuyāndika; Inzêgo z'ígihúgu n'ámazína y'úruháro; Uruhára rw'ámazína y'úruháro mu kumenyēsha akăhise; Kazīndūzi nyēzína y' ámazína y'úruháro yó mu Burŭndi bwó kū ngoma y'ábămi.
Murí kazīndūzi nyēzína, harimwó imigwi itāndúkānye y'ámazína y'úruháro:

- Amazína y'ábāntu:
  * ay'ábămi: Ntáre Rushatsi, Mwêzi Gisābo, Mutâga Mbīkije, Mwāmbutsa Bāngiricênge n'ábăndi;
  * ay'ábagánwa: Ndîvyāriye, Rwāsha, Birori, Ntārugéra n'ábăndi;
  *....
- Amazína y'ámabānga arāngûrwa n'ábāntu: Mukâ Karyēnda, Inabataramuka, Mukâ Kirānga, Ntáre y'î Nkóma n'ábăndi;
- Amazína y'ímihîngo n'întârá: Nkóma, Bukêye, Ubutūtsi, Bānga, Kirūndo, Ubuyogoma, Gishōra, Higiro n'áhăndi;
- Amazína y'âmôko n'ímiryāngo: Abahútu, Abatūtsi, Abatwá, Abanyákarāma, Abahânza, Abanyănge n'áyăndi;
- Amazína y'íbimazi n'íbiterekērwa: Karyēnda (ingoma), Sêmasáka (Ingabé), Muhabūra (ingabé) n'áyăndi.

Amazína y'úruháro rēró ni isôko ntāngére yó kumenya akăhise k'Úburŭndi kukó ni yó amenyêsha ahāntu, ikīntu cânké umūntu yagíze uruhára runíni mu kwŭbaka igihúgu. Nk'ákarorero, umwămi NTÁRE Rugămba ni wé yahâye imbibe igihúgu c'Úburŭndi, ni wé yarwânye kugíra ngo igihúgu kirônké intârá gifisé ubu. Amazína amwâmwé nayó asigūra inkómōko y'áhāntu: nk'întârá ya Ryānsoro ( i Gitéga) ngo băyīse ukwó kubêra yatwârwa n'úmwămi yĭtwa Nsoro.

**IBIRÍMWO**

**ITÛRO** ........ i
**IJĀMBO RYÓ GUKĒNGURUKA** ........ ii
**INSÍGŪRO Y'ÍNYANDIKO MPFUNYAPFUNYO YAKÓRĒSHEJWE** ........ iii
**INCÂMAKÉ** ........ iv
**IBIRÍMWO** ........ v
**IKIGABÁNE CĀ MBERÉ : INTÂNGAMÁRĀRÁ** ........ 1
I. 1. Amazīnda y'ígikórwa ........ 2
I.2. Inyishú mfátakibănza ........ 3
I.3. Ihāngiro ry'ígikórwa ........ 3
I. 4. Ubuhǐnga bw'ǐri tōhōza ........ 3
I.5. Akamaro k'ǐri tōhōza ........ 4
I. 6. Imbíbe z'ǐri tōhōza ........ 4
I. 7. Ibimáze kwāndikwa ........ 5
**IKIGABÁNE CĀ KÁBIRI : KAZĪNDŪZI Y'ÁMAZÍNA Y'ÚRUHÁRO N'ÚBUHǏNGA BWÓ KUYĀNDIKA** ........ 7
II .1 . Insígūro y'íjāmbo « Kazīndūzi » ........ 7
II. 2. Ubwôko bw'ǐyi kazīndūzi ........ 8
II. 3. Indīmbūro y'ámazína y'úruháro y'íkirŭndi ........ 8
II. 4. Inzira y'ǐyi kazīndūzi n'úbuhǐnga bwăkorēshejwe mu kuyāndika ........ 15
**IKIGABÁNE CĀ GÁTATU : INZÊGO Z'ÍGIHÚGU N'ÁMAZÍNA Y'ÚRUHÁRO** ........ 17
III. 1. Inzêgo z'ígihúgu : Ingéne Uburŭndi bwări bútūngānijwe ........ 17
III.2. Amazína y'úruháro yērékeye ingoma y'Úburŭndi ........ 30
III.3. Ibihe bikúrubíkuru vyărānze ingoma y'Úburŭndi bwā kêra ........ 35
**IKIGABÁNE CĀ KÁNE : URUHÁRA RW'ÁMAZÍNA Y'ÚRUHÁRO MU KUMENYĒSHA AKĂHISE K'ÚBURŬNDI** ........ 37
IV.1. Ikibănza c'ámazína y'úruháro mu kăhise n'imicó y'ábarŭndi ........ 37
IV. 2. Amayăgwa ........ 38
IV. 3. Ibikórēsho (ibīntu vyăhīngurwa n'ábāntu) ........ 41

IKIGABÁNE CĀ GATĀNU: KAZĪNDŪZI Y'ÁMAZÍNA Y'ÚRUHÁRO YÓ MU BURŬNDI BWÓ KŪ NGOMA Y'ÁBĂMI ........ 44
VI. GUSÔZÊRA ........ 88
VII. IBITABU VYĂKORĒSHEJWE ........ 90
VIII. INYÓNGERÁ ........ 92

## IKIGABÁNE CĀ MBERÉ : INTĀGAMÁRĀRÁ

Ingoma y'Úburŭndi ni yó ntwâro yā mbere yŭbatse igihúgu c'Úburŭndi. Iyó intwâro yayóboye Uburŭndi igihe kitarí gitó. Aríko nûbwó abătōhōje ivyĕrekeye iyó ngoma y'Úburŭndi arí bĕnshi, ntibahūzá ku gihe yatânguriye n'âmâmūko arashé y'úmwămi wā mberé NTÁRE Rushatsi.

MWOROHA E.[1](1977) avuga kó umwămi wā mberé NTÁRE Rushatsi yōbá yákorotse áva mw'ījuru. »

VANSINA J.[2] (1972) na wé avuga kó umwămi wā mberé NTÁRE Rushatsi yōbá yávūye mw'īshāmba.

MUKURI M.[3] (2001) avuga kó intwâro ishīngíye kū ngoma yōbá yatânguye mu kīnjana cā 14 ishīnga imizi nêzá mu kīnjana cā 17.

NTAHOKAJA J.B. (1978) avuga kó ingoma y'Úburŭndi isá n'îy'í Rwānda, n'îz'í Bugândá na Búnyoró na Gitârá zōbá zâtânguye mu myâka ya 1300 cānké 1400.

Ingoma y'Úburŭndi rēró twăbōnye kó yatânguranye n'úmwămi NTÁRE Rushatsi. Nûbwó abatōhōji batavugá kumwé igihe yatânguriyekó, twēbwé twăshīngiye ku kīnjana ca 15 ahó twĭfatanije n'ábavúga kó yōbá yátānguye murí ico kīnjana.

Ingoma y'Úburŭndi yarámutswa umwămi ikarōngōrwa n'ábagánwa n'ínkebé. Abagánwa bări abatwăre bakurú băva mū nda y'íngoma, inkebé na bó bări abatwăre bakurú batăva mū nda y'íngoma; băgenwa n'úmwămi ngo batwărē intârá zitāri mu vyībare vy'úmwămi. Aba rēró ngo bătōrwa mu Bahútu n'Ábatūtsi. SIMONS[4] E. (1944) avuga kó uwajá kū ngoma ngo yatégerezwa kubá arí umwâna w'úmwămi kăndi kó yōbá yávūkana imbúto. Avuga kó dúfatiye ku vyîyumvīro

---

[1] « Le premier roi du Burundi NTARE RUSHATSI serait descendu du ciel. »
MWOROHA E., Peuples et rois de l'Afrique des lacs : Le Burundi et les royaumes voisins au 19ème S, NEA, Dakar, 1975, p96.

[2] « Le premier roi du Burundi NTARE RUSHATSI avait une origine forestière. »
VANSINA J., La légende du passé, traditions orales du Burundi, Tervuren, 1972, p83.

[3] « (...) Le système monarchique est apparu dès le 14ème S après Jésus Christ. Son autorité s'est affirmée au 17ème S (...) »
MUKURI M., Dictionnaire chronologique du Burundi. De Mwezi GISABO à la chute de la monarchie (de 1850 à 1966), Bujumbura, 2001, p15.

[4] « Selon les croyances populaires, l'enfant prédestiné naissait avec, enfermé dans son petit poing, quelques semences de toutes les cultures du pays. C'était le signe d'En Haut. »
SIMONS E., Coutumes et institutions des Barundi, Revue juridique du Congo Belge, Elisabethville, 1944, p62

vy 'ábanyágihúgu, uwatôrwa ngo ajé kū ngoma yōbá yávūka apfûmbase mu kigānza cîwé imbúto kāmá zărimwa mu gihúgu nk'úburó, amasáka,inzúzi,.... Cărí ikimenyētso c'ûkó yatôwe n'Îmâna.

Iyo ntwâro rēró yarângwa n'ímigírwa myĭnshi. Ivyo vyöse abatōhōji batarí baké bărabidôndōye mu bitabu bitāndúkānye. Aríko si agasesēshwarumurí akăhise k'Úburŭndi karakeneye kumenyēkana, ivyó vyöse na vyó vyōdufashíje kukamenya birasânzāye ibĭndi na vyó ntibirâtōhōzwa. Murí iki gikórwa rēró hăratôrorokanijwe ivyănditswe birí mu bubîko bw'íbitabu, hărobānuwemwó amazína y'úruháro makúrumákuru yērékeye ingoma y'Úburŭndi kuva mu kīnjana cā 15 gushika mū ntângo y'íkīnjana cā 20 n'îngéne yadôndōwe n'ábatōhōji batāndúkānye. Twăragérageje gusésāngura ivyăvuzwe ku bāntu nó ku bīntu mu gutûngānya kazīndūzi y'íkirŭndi. Itûngānya ryā kazīndūzi ni igikórwa kitōróshe namba aríko « uwushâka umubíra abira akŭya », turîzēye kó nûbwó iyi kazīndūzi yâcu itabuzé amahínyu, izôgíra icó ifashíje mu kumenya amatêká y'ábarŭndi n'ákăhise kâbo.

### I. 1. Amazīnda y'ígikórwa

Ivyănditswe n'ívyăshīnguwe vyērékeye ingoma y'Úburŭndi ni vyĭnshi cāne aríko birasânzāye. Harí mbére n'ívyătōhōjwe tutāzí iyó birí kăndi vyări ngirakamaro mu kutumenyēsha akăhise k'Úburŭndi. Kugíra ngo abarŭndi bamenyé akăhise k'Úburŭndi na cānecâne ingoma y'Úburŭndi, harakenewe kazīndūzi y'íkirŭndi itōrorokanya ikongera ikadôndōra amazína y'úruháro makúrumákuru yērékeye ingoma y'Úburŭndi kăndi yōshimíkira ku bibázo bikurîkira :

1. Akăhise k'Úburŭndi kameze gáte?
2. Ingoma y'Uburŭndi yarí iméze ĭte ?
3. Abayívugwamwó ni bănde ?
4. Ibīntu biyivúgwamwó vyó ni ibîhé ?
5. Abo bāntu n'íbīntu vyări bífise uruhára urûhé mw'ītûngānya ry'întwâro nó mu buzima bw'ígihúgu ?
6. Amazína y'úruháro arāngá akăhise k'Úburŭndi akwīyé kujá murí kazīndūzi ni ayâhé?

## I.2. Inyishú mfátakibănza

Mu gutûngānya iki gikorwá cā kazīndūzi y'ámazína y'úruháro yērékeye ingoma y'Úburŭndi kuva mu kīnjana cā 15 gushika mu 1920, twări dúfise inyishú mfátakibănza zikurikira :

1. Amazína amwâmwé y'úruháro arêrekana nêza akăhise k'Úburŭndi na cānecâne ingoma y'Úburŭndi.
2. Ingoma y'Úburŭndi yatânguranye n'úmwămi NTÁRE Rushatsi.
3. Mu mazína y'úruháro yērékeye ingoma y'Úburŭndi, harimwó ayĕrekeye amabānga, ibimazi, imigirwá ijānyé n'ĭyo ngoma.
4. Ibīntu n'ábāntu bavugwá mū ngoma y'Úburundi bări báfise uruhara runíni mw'ĭtûngānywa ry'ígihúgu.
5. Mu mazína y'úruháro arāngá akăhise, harihó makúrumákuru akwīyé kujá murí kazīndūzi.

## I.3. Ihāngiro ry'ígikórwa

Ihāngiro nyamúkúru ry'ĭki gikórwa ni iryó kwêreka urwāruka rw'ŭbu ivyĕrekeye ingoma y'Úburŭndi, ivyănditswe n'ábatōhōji batāndúkānye mu kubítōrorokaniriza hamwé mu gitabu cā kazīndūzi.

Amahāngiro kăndi y'ĭki gikórwa ni aya akurikira :

1. Gutôrorokanya amazína y'úruháro yērékeye ingoma y'Úburŭndi kuva mu kīnjana cā 15 gushika mū ntângo y'íkīnjana cā 20 (ay'ábāntu, ay'áhāntu, ay'íbikôkó, ingoma, imigirwá,...);
2. Kuyádōndōra nêza dúfatiye ku vyănditswe mu bitabu bivugá akăhise k'Úburŭndi.
3. Kuyāndika nêzá nó kuyîhwêza.

## I. 4. Ubuhĭnga bw'ĭri tōhōza

Mu ntūmbēro yó gushika nêza ku mahāngiro yâcu, twĭkoze ku buhĭnga bukurikira :

1. Gutôrorokanya ivyănditswe birí mu bubîko bw'íbitabu bivugá ingoma y'Úburŭndi, gutôrorokanya amasánămu, amakáratá, amashusho, ibíti ndôndamâmukó vy'ábāntu vyērékeye ingoma y'Úburŭndi;
2. Gutôrorokanya amazína y'úruháro nó kwāndika ibivúgwa ku bāntu cānké ibīntu vyērékeye ingoma y'Úburŭndi;
3. Gushíra mu cēgeranyo ivyó vyöse mū ntégūro y'ígitabu c'ûbwôko bwā kazīndūzi.

**I.5. Akamaro k'ĭri tōhōza**

**a. Ku batōhōji**

Iri tōhōza ryădushikanye kwĭtûngānywa ryā kazīndūzi y'ámazína y'úruháro yērékeye ingoma y'Úburŭndi kuva mu kīnjana cā 15 gushika mū ntângo y'íkīnjana cā 20 (1920) ni ngirakamaro ku batōhōji. Izōbūngānira na cānecâne abatōhōji b'ákăhise k'Úburŭndi mu kumenya abāntu n'íbīntu vyŭbatse igihúgu c'Úburŭndi. Kubêra kó ibivúgwa ku bāntu nó ku bīntu vyăvūye mu bitabu bitāndúkānye, abatōhōji b'ámatêká n'ímicó y'ábarŭndi bazōmenya ibitabu bimwêbimwé vyōbasahíriza.

**b. Ku gihúgu**

Iri tōhōza ni ngirakamaro kăndi ku gihúgu. Ubwā mbere, kubêra igihúgu kirōnsé igisáta cā kazīndūzi y'íkirŭndi izôshóbora gufásha mw'ītûngānya ryā kazīndūzi ikwīyé y'íkirŭndi. Ubwā kábirí iri tōhōza rizōfasha abarŭndi batarí baké kumenya akăhise k'ígihúgu câbo gútyo bigafasha mu kwûbaka ígihúgu.

**I. 6. Imbíbe z'ĭri tōhōza**

Ivyĕrekeye ingoma y'Úburŭndi ni vyĭnshi cāne ntāwōbidōndōra vyöse ngo abimáre. Twēbwé twătōrorokanije amazína y'úruháro makúrumákuru (ay'ábāntu, ibīntu, ahāntu, ibikôkó,...) kuva mū kīnjana cā 15 (kukó ico gihe hōba arí ho hătāngura kuvúgwa intwâro ishīngíye kū ngoma ku mwămi NTÁRE Rushatsi) gushika mu 1920 (kukó kuva mu 1925, Ababiligi ngo băcīye báhīndura amabānga y'íngoma, băzana abagánwa bĭze, imigírwa imwîmwé irakûrwa: nk'úmuganuro, imigirwá ijānyé n'ingabé,...).

Intwâro rēró ishīngíye kū ngoma yabâye ndēnde cāne, ni na có gitúma twăshīmye gukórera kuva mu kīnjana cā 15 gushika mu 1920 kukó ntawōbidōndora vyöse ngo abimáre mu gikórwa nk'ĭki có kurāngiza inyigīsho zā káminûza. Kubêra umwănya, ntitwăshoboye kwēgeranya ivyăbūwe mu majwí birí mū nsāmirizi y'Úburŭndi, mu Bushikirangānji bw'úrwāruka, inkino n'ímicó kāmá, mw'īshírahámwe mpūzamakūngu rijējwé ivy'índero (UNESCO) n'áhăndi. Ntitwăshoboye kăndi gusoma ibinyámakurú.

**I. 7. Ibimáze kwāndikwa**

Ivyěrekeye ingoma y'Úburŭndi vyărānditswe cāne n'ábatōhōji batarí baké. Aríko harihó ibitănshitse kū nyôta kukó umwé wēse yavyânditse ukwîwé afátiye ku vyăvūye mu matōhōza n'ûmwîhwēzo wîwé.

Ku bw'īvyo rēró, iki gikórwa cărīyumvīriwé haratôrorokanywa hōngera harîhwēzwa ivyănditswe vyērékeye ingoma y'Úburŭndi mu gutûngānya kazīndūzi y'íkirŭndi itōrórokanirijemwó amazína y'íkirŭndi makúrumákuru y'úruháro yērékeye iyó ngoma kanátsīnda abarŭndi barakenéye kumenya kăhise k'Úburŭndi mu kirŭndi.

Abamáze kwāndika kū ngoma y'Úburŭndi ni bĕnshi. Twōvuga nka :

1. MWOROHA E(1987), *Histoire du Burundi des origines au 19ème S* ;
2. MWOROHA E(1977), *Peuples et Rois de l'Afrique des Grands lacs ;*
3. RODEGEM F. M., -*Structures judiciaires traditionnelles des Barundi*
   -*Anthologie Rundi ;*
4. YOORI Juvénal, *Le vocabulaire de la cour* ;
5. WEINSTEIN W, *Historical dictionary of Burŭndi*;
6. GAHAMA Amélie, La *Reine-mère et ses prêtres au Burŭndi* ;
7. NSANZE A, *Un Domaine royal au Burundi :Mbuye (env 1850-1945)*;
8. VANSINA J, *La Légende du passé, Traditions oralesdu Burundi*;
9. SIMONS E, *Coutumes et Institutions des Barundi*;
10. NDORICIMPA et GUILLET, *L'Arbre-Mémoire, Traditions Orales du Burundi*;
11. GHISLAIN, *La Féodalité au Burundi.*
12. NSANZE A , *Le Burundi ancien (1850-1920) :L'économie du pouvoir*;
13. NTAHOKAJA J.B , *Imigēnzo y'íkirŭndi*;
14. RUGOMANA , *Inkúru y'úmuganuro ukó wagírwa kêra;*
15. GUILLET et NDAYISHINGUJE, *Légendes historiques du Burundi;*
16. …

- YORI J., mu gitabu cîwé Le vocabulaire de la cour (amajāmbo yakórēshwa ku kirĭmba) yaradutûngānirije kazīndūzi y'íkirŭndi n'ígifarănsa mu kudôndōra amajāmbo amajana ané na rimwé (401). Ni vyīzá aríko ntiyatwûgurukiye nêza ku bijânye n'ímigírwa n'ámabānga

yarího icó gihe. Ntiyashizemwó amasánămu, amashusho, amakáratá, ibíti ndôndamâmūko vy'ábāntu, ... kūmbúre vyâri gutúma umusomyi atâhūra nêzá ivyó yasomyé ;

- WEINSTEN W., [5] mu gitabu cîwé « Historical Dictionary of Burundi (Kazīndūzi ivugá akăhise k'Úburŭndi) yarágerageje gutûngānya kazīndūzi y'íkirŭndi n'îcôngerezá avúga akăhise k'Úburŭndi murí rusăngi. Ni vyīzá aríko biragōye kubóna nêzá akăhise avugá ibihe twōgashíramwó. Mu gitabu cîwé kăndi harihó amajāmbo akenéye kudôndōrwa nêzá bívūye ku kugéne yayádōndōye. Aha twōvuga nk'ăya majāmbo :
  * Mukâ Kirānga : agira ati : « Ni umwé mu bări bájējwe amabānga akoméye ku muganuro ». Aha ntatubwîra ayo mabānga yarí ajêjwe, ntanatúbwīra Mukâ Kirānga uwó arí wé (rāba murí kazīndūzi nyēzína) ;
  * Abahânza : agira ati : « Abăcūnga ingānzo z'ábămi bătōrwa mu bahânza (umuryāngo w'Ábahútu). Kăndi ngo havugwa kó NTÁRE wā mberé Rushatsi yarí umuhútu wó mu muryāngo w'Ábahânza. Aha ntatubwîra amâmūko y 'ŭwo muryāngo ndetsé ntanatúbwīra akaranga kâwo (rāba murí kazīndūzi nyēzína) ;
  * Abavúmu : agíra ati : « Ni umuryāngo w'Ábahútu washika rwŏse ku mwămi kăndi ni wó watúmwakó ku muganuro. Aha ntatubwîra icó wakóra (rāba murí kazīndūzi nyēzína) ;
  * Muja (w' i bwămi) : « Ni umwé mu bări bájējwe ibānga rikoméye ku muganuro ». (ibānga irîhé ? rāba murí kazīndūzi nyēzína);

Ayó majāmbo hamwé n'áyăndi tutīríwe turadôndagura yarîhwējwe murí iki gitabu kukó ukó umwānditsi ayasigûra murí kazīndūzi yîwé birimwó agaháze. Ni có gitúma twīkoze ku băndi batōhōji kugíra ngo turābé ukugéne băgīye barūngānirana.

-MWOROHA E., mu gitabu cîwé « Histoire du Burundi des origines à la fin du 19ème S (Akăhise k'Úburŭndi kuva mū ntângo gushika mū mpéra y'íkīnjana cā 19) aratúbwīra Uburŭndi ingéne bwări búmeze imbere y'întwâro ishīngíye kū ngoma. Aratúbwīra ibivúgwa vyătōhōjwe ku ntângo y'íngoma y' Úburŭndi gushika kū ngoma y'úmwămi MWÊZI Gisābo.

-GAHAMA A., mu gitabu cîwé « La Reine-mère et ses Prêtres au Burundi » aratúbwīra ivyĕrekeye umugabékazi (nyina w' úmwămi) mu Burŭndi. Atubwīra akamaro k'úmugabékazi, ifubwa ryîwé n'ábări bájējwe kurârīra ingānzo zâbo bītwa Abanyănge. Nk'ákarorero,

[5] WEINSTEIN W., Historical Dictionnary of Burundi, Metuchen, Scarecrow, Press, 1976.

aratúbwīra kó bǎfubwa i Mpotsa, umukúru w'ábanyamabānga b'í Mpotsa yǐtwa Rubūngīra mū mpéra y'íkīnjana cā 19.

-NTAHOKAJA J.B. mu gitabu cîwé « Imigēnzo y'íkirǔndi aratúbwīra imigēnzo y'Ábarǔndi b'ǎho hāmbere. Ku vyěrekeye ingoma y'Úburǔndi, aratúbwīra ingéne intwâro ya câmi yarí itûngānijwe, imigírwa n'ímigēnzo yarí ijânye n'ǐyo ngoma. Aratúbwīra ivyěrekeye umuganuro, abaganúza bakúru bǎri bájējwe kuwútegūra, abanyamabānga, abapfúmu n'íbǐndi.

## II. IKIGABÁNE CĀ KÁBIRI : KAZĪNDŪZI Y'ÁMAZÍNA Y'ÚRUHÁRO N'ÚBUHǏNGA BWÓ KUYĀNDIKA

Abarǔndi turakeneye kazīndūzi kukó gushika ubu ntā kazīndūzi ikwīyé y'íkirǔndi dufisé kǎndi tûzi nêza kó kazīndūzi arí igikórēsho gihāmbâye cāne mu micó n'úbumenyi bw'ábāntu. Abānditsi DUBOIS J. na DUBOIS C. (1973)[6] bavuga kó kazīndūzi arí igikórēsho ndângamíco kirímwo urutǒnde rw'ámajāmbo y'úrurími ( ...) mu gutânga ibisígūra ijāmbo ryöse (imvúgo y'íjāmbo ryöse ririmwo, amâmūko yâryo, ubwôko bwâryo mū ndīmbūro, inyúbako yâryo, uturorero tw'îngéne rikorêshwa, ... )

DUBOIS J. nâbó bafatánije mu kwāndika kazīndūzi y'ítōhōzandími yâbo, baratúbwīra kó kazīndūzi arí igikórēsho kijānyé n'imicó cērékana amajāmbo y'úrurími rumwé cānké nyǐnshi arí ku rutǒnde rw'ínyugúti z'ǔrwó rurími, kikērekana ibirí murí rimwêrimwé mu birânga ijāmbo.

Aríko rēró nûbwó hakenéwe kazīndūzi ikwīyé y'íkirǔndi, iyi kazīndūzi si iy'íkirǔndi cöse. Ni kazīndūzi y'ámazína y'úruháro makúrumákuru yērékeye ingoma y'Úburǔndi kuva mu kīnjana cā 15 gushika mu 1920. Iyi kazīndūzi rēró itōrorokanirijemwó amazína y'úruháro.

### II .1 . Insígūro y'íjāmbo « Kazīndūzi »

Ijāmbo « kazīndūzi » ryǎrasígūwe n'abigǐshwa barāngíza mu gisáta c'îndími n'ámayǎgwa vyā Afiríka kuva ahó bīhêreye umugàmbi wó kwāndika mu kirǔndi nó gutûngānya kazīndūzi ntôntó z'íkirǔndi zērékeye ibisáta bimwêbimwe. Aha twōvuga nka NIYONZIMA J.[7], Kazīndūzi y'ámajāmbo yērékeye

[6] « Le dictionnaire est un objet culturel qui présente le lexique d'une langue sous forme alphabétique, en fournissant sur chaque terme un certain nombre d'informations (prononciation, étymologie, catégorie grammaticale, définition, construction, exemple d'emploi, synonymes, idiotisme). Ces informations visent à permettre au lecteur de traduire d'une langue dans une autre ou de combler les lacunes qui ne lui permettaient pas de comprendre un texte dans sa propre langue. »
DUBOIS J. et DUBOIS C., Introduction à la lexicographie, le dictionnaire, Paris, Larousse, 1973 : 151 .
[7] NIYONZIMA J., Kazīndūzi y'ámajāmbo yērékeye ubugeni, Bujumbura, 2004, p4.

ubugeni. Agíra ati : « Kazīndūzi twōvuga kó arí itôrorokanirizo ry'ámajāmbo n'însígūro yâyo mu búryo butōmôye bwó kumara amazīnda».

| | |
|---|---|
| Kazīndūzi / (a) – ka – zind – ur – yi / | ni ikīntu kizīndûra, kimará amazīnda |
| Int iny its ing. ag. | Rivūye mu rivuga "kuzīndūra" |

Nk'ûkó uwó mutōhōji abivúze, birashika kó umūntu adasobânukirwa nêza ikīntu, akigírakó amakēnga arí yo mazīnda. Uwó rērό aba akenéye uwumúsobânurira akamumara amazīnda, arí kwo kumuzīndūra.

NDIKURIYO I.[8] na wé agíra ati: « Kazīndūzi y'íkirǔndi ni ikigega c'ámajāmbo akuríkirana hîsūnzwe urutŏnde rufatíye kū nyugúti itāngúrira itsítso ry'íjāmbo rimwêrimwé ryöse. »

Kuzindura rērό twōvuga kó arí ugusóbanurira umūntu ukamumara amakēnga arí yo mazīnda. Igikórwa rērό cā kazīndūzi ni « ukuzīndūra ».

**II. 2. Ubwôko bw'īyi kazīndūzi**

Iyi kazīndūzi ni kazīndūzi yāndítse ku kirǔndi mu kirǔndi. Iyi rērό si kazīndūzi y'úrurími ishīngíye kū nsígūro y'îzína gusa aríko ni kazīndūzi idōndôra ivyó vyöse bivugwá kw'īzína. Ni có gitúma kugíra ngo izína ritāhûrwe nêzá turihá insígūro zitāndúkānye ziridŏndōra.

Iyi kazīndūzi rērό iradôndōra ivyó vyöse bivugwá ku bāntu nó ku bīntu (amazína y'úruháro). Ni na có gitúma yadúsavye umwǎnya murēmure. Aríko bǎrayamáze bati : « uwushâka umubíra abira akǔya. » Iyi kazīndūzi yasávye umwǎnya n'úbumenyi kukó ibivúgwa ku bāntu nó ku bīntu vy'ákǎhise k'Úburǔndi vyāndítse mu ndími mvâmahǎnga.

**II. 3. Indīmbūro y'ámazína y'úruháro y'íkirǔndi**

RODEGEM F. (1965)[9] aratúbwīra kó indīmbūro y'ámazína y'úruháro arí ubuhīnga bwó kwīga amazína y'úruháro; ay'ábāntu n'ây'áhāntu. Arōngera akatúbwīra kó kugíra ngo dutāhûre amazína y'úruháro arí ngōmbwá kó tuyīhwēza tukarōnka ibīntu biyǔbatse arí na vyó bitumá dutāhūra insígūro

[8] NDIKURIYO I., Kazīndūzi y'ámajāmbo ikirǔndi kivōmá mu giswahili, Mémoire UB, 2011, p19.
[9] « L'onomastique est la science qui étudie les noms propres. L'anthroponymie étudie les noms des personnes, la toponymie étudie les noms de lieux »
RODEGEM F.M., Essai d'onomastique rundi, 1965, p5

yâyo[10]. Amazína y'úruháro arí mu migwi myǐnshi, aha rēró twāshīmye gushímikira ku y'ábāntu n'ây'íbīntu mu kugerageza kwêrekana inyúbako yâyo hamwé n'însígūro yâyo mu kirǔndi. Aríko, biragaragara kó umwîhwēzo w'ǎyo mazína ugōyé usaba gucá mu mizi ivyǎtumye atôrwa. MINANI A.[11] aratúbwīra kó amazína y'úruháro arí ibīntu mvāndími bigōyé cāne bisabá umwîhwēzo udashîngíye gusa kurí iryo zína n'înyúbako yâryo aríko ushīngíye kǎndi kū nsígūro ncâmuganí.

**a. Amazína y'ábāntu**

Mu kirǔndi bavuga bati : « Izína ní ryo mūntu ». Abarǔndi rēró ntibapfá gutôrera izína umwâna, barimwīta kěnshi báfise icó barikǔyekó arí na có gitúma nk'ûkó RODEGEM F.M[12] abitúbwīra, kugíra dutāhûre icǎtumye umwâna yîtwa izína kānāká ni ngombwā tumenyé ivyǎrí bíhānzé abavyêyi ico gihe n'íbihe yavûkiyemwó.

Uturorero[13] :

1. KAVĒJURU | kuva + ijuru |: barywīta umwâna bāri bárīndiriye bakabúra. Kubêra rēró baba bâratévye kumurōnka kěnshi baca bamwīta iryo zína ;
2. KAVÂMAHǍNGA | kuva + amahǎnga | : bakūnda kuryîta umwâna yavūtsé bigōranye, umuvyêyi aba yágize ingǒrane mu kumwîbáruka. Abónetse rēró bafata kó avūyé kure, mu mahǎnga ;
3. MINYÚRANO (cânké MANYURÁNE) : bakūnda kuryîta umwâna yavūtsé mu gihe sé abá yâpfûye. Rivūyé mu rivúga « kunyúrana » ni ukuvúga guhúshāna, bisigûra kó yabá ahúshānye na sé.
4. ....

Amazína měnshi y'úruháro na cānecâne ay'ábāntu ava mu mavúga. Aríko turafíse kǎndi amazína yīrébānga, ataho akomôtse ; hari kǎndi n'ámazína amwâmwé agizwé n'ámajāmbo abiri cânké arēngá.

Uturorero :

[10]« Pour comprendre les noms propres, il est indispensable de les analyser afin d'en dégager les éléments constitutifs. » RODEGEM F.M., op.cit, p16
[11] MINANI A., op.cit., p84
[12] « Pour comprendre la raison du choix du nom, il faut connaître les préoccupations des parents, les tendances générales des individus, les circonstances de la naissance auxquelles souvent les noms font allusion. »
RODEGEM F.M., op.cit.p10
[13] NTAHOMBAYE P., Des Noms et des hommes, aspects psychologiques et sociologiques du nom individuel au Burundi, Karthala, 1983, p125-128.

1) Ayīrebānga : Ntáre, Môsozi, Mutâga, ...
2) Ayakómōtse ku mavúga (amazína y'înkómōko) :
   * Mwāmbutsa rikomōtse mu rivúga « kwāmbuka »
   * Musavyi rikomōtse mu rivúga « gusaba »

3) Amazína agizwé n'ámajāmbo abirí cânké arēngá :

* Rwērekanabirēnge ( irivúga + izína )
  kwêrekana ibirēnge
* Micómibí ( izína + ingéreka )
  Imicó mibí
* Tíroryînká ( Izína + nyunzi + izína )
  Itíro ryā inká

4) Amazína agizwé n'ámŭngāne :
   * Ntibirāngwá rikomōtse mu ryŭngāne = ( ibīntu) nti birāngwá.
   * Ndereyimâna= ndereye Imâna .

Mu mazína y'úruháro na cānecâne ay'ábāntu inyîtāngizo y'îzína n'înyîtāngizo rukózi zirafíse uruhára runíni. RODEGEM F.M[14] aratúbwīra kó izo nyîtāngizo arí zo zitumá dútāndukānya insígūro y'ăyo mazína. Aratúbwīra kăndi kó amazína y'úruháro atīgéra agíra integûza aríko rimwé na rímwe iyó arí izína ry'úrunáni, integûza yībónekeza mw'ījāmbo ryā kábiri rigizé iryo zína[15]:

Ak: Rukórikibí | Ru – kor – a | i – ki – bi |
Iny.Ruk Its. Ag. int. iny. its.

Aradúha uturorero tw'înyîtāngizo mu mazína y'úruháro ku rupápuro rwā 17:

- Umugwi wa 7: ki – (iyi ní rukakamīsha): ak: Kijānja | ki – Jānja |afíse ikigānza kiníni

-ki- y'úmugwi wa 7 irērekana kăndi amazína y'ígihúgu, y'úrurími cānké y'ímicó:

---

[14] « Le rôle des préfixes nominaux et verbaux est important dans les noms propres. Bien de nuances affectives ou objectives sont exprimées grâce à eux. Il en est de même pour les infixes. Les allusions qu'ils permettent de faire sont évidents pour tous »
RODEGEM F.M., op.cit, p17

[15] « Les noms propres n'ont jamais d'augment; parfois le préfixe verbal lui-même est élidé (Girukwishaka, Igirukwishaka), pour souligner dans la conversation qu'il s'agit d'un nom propre. Toutefois, dans les formes complexes, l'augment du second terme demeure : exemple : Rukorikibi |# Ru – kor – a # – i – ki – bi# | »
Iny. Its. Ag. Int. Iny. Its.

RODEGEM F.M., op.cit., p17

Ut: Kiradêndereza (igihúgu)

Inákizǔngu : bǎshobora kuryîta umwâna yavûtse ku mūzo w'ábazǔngu.

- Umugwi wa 11 - ru – irashóbora kwêrekana (urwânko): Ruzōbavakó
- Umugwi wa 11 - ru – irashóbora kwêrekana kǎndi (urupfú) : Ntirunēná

Mū nyúbako y'ámazína y'úruháro, harihó udutêrá dukūndá kwǐbonekeza, utwo natwó tukērekana nyené kwîtwa iryo zína uwó arí we (igitsína).

Uturorero:

-Sê- : kērekana igitsína gabó : Sêbabíri, Sêkibí, Sêmapfá

-Iná-: kērekana igitsína goré: Inábabíri, Inámujândi, Inámapfá, Inángoróre

Aríko ako gatêrá hari igihe kērékana nyené ibīntu, gútyo n'ábagabo barîtwa iryo zína :

Ak :Inankoni= nyen'ínkoni

**b. Amazína y'áhāntu**

Nk'ûkó RODEGEM F.M.[16] (1965) abivúga, amazína y'áhāntu araryôshe kwǐhwêza kukó ntahīndúka mu rurími kǎndi atwēreka nèzá ivyîyumvīro vy'ábāntu bǎyatōye.

NTAHOMBAYE P.[17] (1983) aramwūngānira ati: « amazína y'áhāntu atwēreka imvo abǎyatōye bǎri báfise ».

Biragaragara rēró kó amazína y'áhāntu atǐyadukije, yatôwe n'ábāntu kǎndi bǎba báfise imvo cānké intūmbēro, arí na có gitúma arí ngirakamaro kumenya icǎtumye intârá n'ímihîngo yîtwa uku cānké kurǐya.

Nk'ûkó BIGIRUMWAMI J.[18] abitúbwīra, izína ryöse ry'áhāntu rirafíse insígūro. Ivyǐgwa rēró vy'ǐyó nsígūro ngo vyōshīngira cāne ku kugéne ayó mazína akorêshwa hâba mū mvugó isānzwé cānké mu mayǎgwa nk'ímiganí, imyǐbutsa, cānké mu mazína y'úbuhizi.

[16] « Lest noms de lieux sont intéressant à étudier parce qu'ils sont parmi les formes les plus stables d'une langue, mais également parce qu'ils sont révélateurs d'une mentalité. Ils supposent un sérieux esprit d'observation et une imagination vivace.
RODEGEM F.M., op.cit. p105.

[17] « (...) Les toponymes attestent une motivation profonde de la part du donneur »
NTAHOMBAYE P., op.cit. p16

Mbĕga amazína y'întârá n'ímihîngo yavûye hêhé? Yatôrwa na bāndé ? Ni igikí cătuma báyatōra ? Mbĕga umūntu wĕse yarí afīse uburêngānzira bwó gufáta intârá kānāká akayítōrera izína ?

Kurí ivyó bibázo, RODEGEM F.M.[19](1965) aratúbwīra kó amazína y'întârá n'ímihîngo yavûye ku migĕnderanire irí hagáti y'úmūntu n'întârá. Arōngera akatúbwīra kó amazína y'áhāntu yōbá yávūye ku bitĕrwa bihaméra, ibikórwa biharăngūrirwa cānké izína ry'úmuryāngo wahágerēreye.

Uturorero :

Kirimiro | ki – rim – ir – o |: ni intârá barimá cāne

Sōnga : aha băfatiye kū mero y'ŭwo musózi baca bawīta Sōnga | song – a | kukó usōngóye cāne.

**1° Inyúbako**

Amazína y'áhāntu nk'ûkó vyāmá vyîbonekeza yāma arôngōwe n'îndôngōrazína: ku, mu, i, ... Iyó rēró hitângije izo nyîtāngizo cānké utwo ducé, ijwí rivugá ritāngúrira iryo zína ntiryībónekeza.

Uturorero : i : i Vyānda, i Ngōzi, i Bujūmbura ;

mu: mu Bukêye, i Nyakararo, Mu Mugămba

ku: kū Ndăva, ku Rugomero

RODEGEM [20](1965) aratúbwīra kó izo ndôngōrazína z'íkíbănza zishīngíye gusa kw'īkórēshwa ryâzo aríko kó izína rimwé rishobóra kurōngōrwa n'îndôngōrazína y'íkíbănza bívānye n'ŭyu cânké urīya azikorêsheje.

Uturorero atāngá: Ngīye <u>mu</u> Bukêye

---

[18] « Chaque nom a un contenu sémique. L'étude sémantique des noms des lieux se basera sur leur emploi dans divers types de discours, tels que « le langage quotidien » et les textes de création littéraire : « amazína y'úbuhizi, imigáni, imyĭbutsa »
BIGIRUMWAMI J. <u>op.cit.</u>, p141

[19] « (...) Ils illustrent le contact intime entre l'homme et le milieu. Les noms de lieux ont probablement été créés d'après le site qu'ils occupent, d'après les produits qu'on y cultive ou les espèces végétales qui y poussent spontanément, d'après les activités qu'on y exerce, ou encore d'après le nom de la famille ou de la tribu qui y est établie. »
RODEGEM F. M., <u>op.cit.</u>, p109

[20] "L'emploi de ces locatifs est surtout fondés sur l'usage mais ces nuances peuvent être rendues en se servant de l'un ou de l'autre, non pas indifféremment (mais à bon escient).
Exemple : Ngīye mu Bukêye, Ngīye i Bukêye, Ngīye <u>ku</u> Bukêye (Faux)
RODEGEM F. M., <u>op.cit.</u> p107.

Ngīye i Bukêye (ni ukuvúga mu micûngararo y'âho)

Ngīye ~~ku~~ Bukêye (iki ntikivugíka)

Hari udutêra « NYA », « RYA », ... twībónekeza mu nyúbako y'ámazína y'imihîngo n'întârá tukērekana běne aho hāntu cânké ibirângwa aho hāntu.

Uturorero :

I Nyabibuye | Nya – bibuye | : ahāntu harí ibibuye vyǐnshi cāne

I Nyâmbého |Nya – mbého | : ahāntu hakanye cāne, harí imbeho nyǐnshi

(Mu) Ryānsoro | Rya # Nsoro |: ni itōngo ryā Nsoro.[21]

Nk'ûkó twăbibōnye ku mazína y'ábāntu, n'ámazína y'întârá n'ímihîngo arashóbora kugirwa n'ámajāmbo abiri cānké arēngá (amazína y'úrunáni) :

Ut. : i Bwāmbarangwe | irivúga + izína |

Bwāmbara ingwe | bu – āmbar – a | (i) – n – gwe |

Mugōngo-Mānga | izina + izina | Mugōngo | Mānga |: aya ni amazína y'áhāntu habiri hătēranijwe.

Siguvyâye |irivúga + irivúga | Sig – a # (u) – vyar – ye |

**2° Insígūro**

Amazína y'întârá n'ímihîngo ntiyǐyadukije. Abarǔndi bări báfise icó băfatírakó cānké imvo zătuma bîta intârá kānāká iri zína cânké rírǐya. RODEGEM F.M.[22] (1965) arabítubwîra nêzá. Agíra ati:

[21] RODEGEM F. M., op.cit, p106.

[22] « Les noms des lieux sont nés de la nécessité où se trouvaient les habitants de distinguer les endroits, de les désigner, de les reconnaître, de préciser la nature du lieu, son emplacement. Ils ont donc avant tout un caractère utilitaire. L'imagination s'est exercée à travers un nom adéquat pour désigner les différents sites de la région où l'on vit. Il fallait que la relation entre la « signifiant » et le « signifié » soit efficace, d'où le caractère réaliste de la majorité des toponymes. »
RODEGEM F.M., op.cit., p105.

« Amazína y'áhāntu yabâyehó kubêra ivyîpfūzo vy'ábāntu vyó gutândukānya ahāntu, kuhībuka nó kwĕrekana ukó hamezé n'îyó haherêreye. Abāntu rēró băriyumviriye gutôra ayó mazína kugíra ngo batāndúkānye intârá n'ímihîngo băbamwó. »

Ivyătumye rēró intârá n'ímihîngo yîtwa amazína ifisé ubu ni vyĭnshi :

1. Hari amazína yava ku kăhise k'ăho hāntu
2. Hari ayafátira ku bīntu birāngwá aho hāntu
3. Amazína y'íbiyága n'înzûzi na yó mĕnshi yafátira kū mero y'âmâzi cānké y'ăho hāntu.

Akăhise rēró k'áhāntu kăratúma báhatōrera izína rihabĕreye. RODEGEM F.M.[23] aratúbwīra intârá aho hāmberé yatwârwa n'úmwămi w'úmuhutú yĭtwa NSORO. Iyo ntârá rēró băcīye báyīta RYĀNSORO | RYĀ – NSORO | ni ukuvúga intârá ya NSORO, ivyó rēró birahâmbāye cāne kukó bitumá túmenya akăhise k'ăho hāmbere, tukamenya abāntu bahāmbâye băgīye bágira icó bamazé mu Burŭndi.

Aratúbwīra kăndi kó mu Burŭndi harího imisózi yagîye iratêrwakó ibigabiro vy'ábămi gútyo bakayitōrera amazína ayibĕreye, mberé yarayagúmanye gushika ubu: KIGABIRO, NGABIRO. Ngo abămi bări báfise ibibănza bōgeramwó, aho hāntu hĭtwa ku KÔGABĂMI | ka – ôg – a | a- ba – ămi |. ...

Amazína y'înzûzi n'íbíyaga yafátira kū mero y'âmâzi cānké y'ăho hāntu. NTAHOMBAYE P.[24] aradúha uturorero:

1. Mu Mashūha: aho amâzi yâho aba ashûshe ni ukuvúga mu mâzi ashūshé (mū ntârá ya Búrurí)
2. Nyāmbého: aha băhīse uku kubêra amâzi yâho akanyé.

Hari kăndi n'ámazína ashīngíra ku bīntu birāngwá aho hāntu. N'ăha NTAHOMBAYE P.[25] aradúha uturorero:

1. Ruvubú: băhīse gútyo kubêra urwó rûzi rubamwó imvúbu;

---

[23] « Le domaine jadis habité par le roi hutu Nsoro a probablement gardé son nom RYANSORO. Il y avait dans le pays de nombreux pied-à-terre royaux ; on trouve encore des collines appelés KIGABIRO, NGABIRO, GABIRO.
L'avant cour du palais BIZIMBA est également un nom de lieu qui laisse supposer une résidence royale. Les voies avaient des emplacements de prédilection où ils allaient prendre leur bain KOGABAMI »
[24] NTAHOMBAYE P., op.cit, p16
[25] NTAHOMBAYE P., op.cit, p16

2. Butáre: băhīse gútyo kubêra isí y'ăho hāntu irímwo ubutáre (i Butáre ni mu Rutana mu Kumosó; mu Gatáre, i Bitáre);
3. Mw'ī Sáre: băhīse gútyo kukó murí iyo ntârá harí yo amabuye yērá bītá « amasáre ». Ayo mabuye rēró arabóneka cāne murí iyo ntârá.

Amazína y'áhāntu turabóna kó afisé iyó yakómōtse n'îcó asigûra, vyūmvîkana kó abarŭndi bări incâbwênge, bĭyumvīra cāne.

MWOROHA E.[26](1987) ni wé atubwīra nêzá kó izína ry'áhāntu ryērékana ivy'ăho hāntu, abahábāye, abăhagerēreye cānké ubutûnzi bw'ăho hāntu, kó murí rusăngi ryērékana ukugéne abāntu baboná ibibákīkije.

### II. 4. Inzira y'ĭyi kazīndūzi n'úbuhĭnga bwăkorēshejwe mu kuyāndika

Iyi kazīndūzi irimwó amazína y'úruháro makúrumákuru (ni ukuvúga ayó twăsānze mu bitabu vyĭnshi kăndi bĕneyó băgize icó batērereye mu kwŭbaka igihúgu) yērékeye ingoma y'Úburŭndi kuva mū kīnjana cā 15 gushika mu ntângo y'íkīnjana cā 20 (1920). Ayó mazína rēró n'âyó twătōrorokanije mu bitabu bitāndúkānye bivugá akăhise k'Úburŭndi n'ímicó kāmá y'Ábarŭndi turahéza tuyarobānuramwó makúrumákuru na cānecâne ayagáruka kĕnshi mu bitabu bitāndúkānye.

Iyi kazīndūzi rēró igizwe n'ámazína y'úruháro gusa. Kubêra kó bĕnshi mu batōhōji b'ákăhise k'Úburŭndi batăgīye barashírakó utumenyētso twērékana ingéne iryo zína rivugwá, twăcīye twîsūnga umutōhōji NTAHOKAJA mu buhĭnga bwîwé bwó kwătura amajāmbo kukó twābōnye arí ngōmbwá ngo umūntu yērékane ingéne ijāmbo risomwá.

Iyi kazīndūzi y'ámazína y'úruháro yatûngānijwe mu búryo bukuríkira :

1 Twătānze iryo zína nyéne ukó twārirŏnse mu bitabu. Iyó ritaríko utumenyētso twērékana ingéne rivugwá turadúshirakó twîsūnze ubuhĭnga bwā NTAHOKAJA J.B.
   Uturorero : NTÁRE, i Nkóma;

2 Twăratânze insígūro ncâmuganí ni ukuvúga ibivúgwa vyöse vyērékeye iryo zína, ingéne vyăshikirijwe n'ábatōhōji batāndúkānye ;

[26] « Le toponyme évoque l'histoire de la colline, parfois celle de son peuplement et de son occupation, et révèle les grandes caractéristiques de la colline : la diversité du relief, la variété de la flore, les différentes activités économiques et d'une façon générale le regard des habitants sur l'environnement. »
MWOROHA E., Histoire du Burundi des Origines à la fin du 19ème S., 1987, p39.

3 Kubêra kó harí amazína twăsānze adôndōrwa ugutândukānye, hari amwâmwé rēró twăgīye túgirira umwîhwēzo, tugira icó nătwe dushíkirije ku ruhănde rwâcu.

Mw'ītûngānywa ry'ĭyi kazīndūzi twărīsūnze umwānditsi DUBOIS J.[27] n'âbó bari kumwé ahó bavugá kó kazīndūzi ndôndōzi isabá gukúrikiza urukurikirane rw'ínyugúti rwōróhereza abasomyi n'ábatōhōji.

Mū ntūmbēro yó kwôrohereza abazôkorēsha iyi kazīndūzi, amazína yŏse twăyatōndetse twîsūnze urutŏnde rufatíye kū nyugúti itāngúrira izína kukó atarí kazīndūzi y'úrurími aríko arí kazīndūzi ndôndōzi. Mu kuyátōndeka twărayavângavānze nûbwó tūzí kó amazína y'úruháro arí imigwi myĭnshi:

- Ay'ábāntu ;
- Ay'íbīntu :
    - Ahāntu (intârá n'ímihîngo) ;
    - Ay'înzûzi n'íbiyága ;
    - Ay'íbikôkó ;
    - Ay'íbīntu.

Iyó rēró izína rigizwé n'ámajāmbo abiri cānké arēngá, twâfatiye ku nyungúti itāngúrira izína ryā mbere .

Uturorero :

- **N**táre Rushatsi
- **M**utâga Sênyamwīzá

Murí iyi kazīndūzi rēró, kubêra kó amatōhōza yavûye mu bitabu bivugá akăhise k'Úburŭndi, vyĭnshi na vyó bikaba vyândítse mū ndimi mvâmahănga, twăgīye turashikiriza ivyăvuzwe kw'īzína ryŏse ukó bĕnevyó babishikírije, iyó birí mū ndími mvâmahănga tukagerageza kubihīndura mu kirŭndi mu kwĭsūnga ivyăndítse; gútyo rēró ntitwăvyīyitiriye ni bwó dutāngá umutōhōji yabívuze n'ígitabu cîwé.

---

[27] « Le dictionnaire encyclopédique est astreint à la règle de l'ordre alphabétique le plus commode pour la recherche, il découpe, segmente les énoncés ; mais il faut en même temps que le lecteur puisse replacer le développement qu'il lit dans un champ plus vaste, si non dans une théorie. »
DUBOIS J. et *alii*, Dictionnaire de la linguistique, p6.

## IKIGABÁNE CĀ GÁTATU : INZÊGO Z'ÍGIHÚGU N'ÁMAZÍNA Y'ÚRUHÁRO

### III. 1. Inzêgo z'ígihúgu : Ingéne Uburŭndi bwări bútūngānijwe

#### 1° Amâmūko y'íngoma y'Úburŭndi

Ikibázo c'întângo y'íngoma y'Úburŭndi cărahânze abatōhōji b'ákăhise ahó mberé bigarágara kó batavuga kumwé ku gihe yatânguriyekó.

MWOROHA E. (1987)[28] avuga kó ingoma y'Úburŭndi yōbá yátānguye mu kīnjana cā 17.

MUKURI M.[29] na wé avuga kó intwâro ishīngíye kū ngoma yōbá yátānguye mu kīnjana ca 14 ishīnga imizi nêzá mu kīnjana cā 17.

VANSINA J. (1972)[30] wé avuga kó hăbāyehó NTÁRE wa kêra mu buserukó hagáti y'íkīnjana cā 16 imbere y'ûkó NTÁRE Rushatsi azá avûye i Nkóma mū mpéra z'íkīnjana cā 17 aca ashīnga ingoma y'Úburŭndi.

NTAHOKAJA J.B.[31](1978) avuga kó ingoma y'Úburŭndi isá n'îy'í Rwānda, n'îz'í Bugândá na Búnyoró na Gitârá zōbá zătānguye mu myâka ya 1300 cānké 1400.

---

[28]MWOROHA E., op.cit., 1987, p144.
[29] MUKURI M., op cit, p15
[30] VANSINA J., op.cit., p196-197.
[31] NTAHOKAJA J.B., op.cit, p113

Aha turatânga urutŏnde rw'ábămi băgānje Uburŭndi n'îmyâka băbāye kū ngoma.

BOYAYO et BUTARE(1970) baduha urutŏnde rukuríkira :

| | |
|---|---|
| Mu myâka y'1500 | 1. Ntáre I Rushatsi Cāmbarantāma<br>2. Mwêzi I Barīndamūnká<br>3. Mutâga I<br>4. Mwāmbutsa I |
| Mu myâka y'1600 | 5. Ntáre II Rubogora<br>6. MwêziII<br>7. Mutâga II<br>8. Mwāmbutsa II |
| Mu myâka y'1700 | 9. NtáreIII Kivīmīra<br>10. Mwêzi III Kavūyimbo<br>11. MutâgaIII Sêbitŭngwa<br>12. Mwāmbutsa III Nyarushāmba |
| Mu myâka y'1800 | 13. Ntáre Rutágānzwá(± 1790-±1852) |
| Mu myâka y' 1900 | 14. Mwêzi Gisābo (±1852 ±1908)<br>15. Mutâga Mbīkije (±1908 ±1915)<br>16. Mwāmbutsa IV Bangiricênge (±1915 ±1966)<br>17. Ntáre Ndizēye (1966) |

MWOROHA E. (1987: 144) na wé aduha urutŏnde rukuríkira :

| | |
|---|---|
| Ntáre Rushatsi | : mū mpéra y'ikinjana cā 17 |
| Mwêzi I Ndagushīmiye | : mu kīnjana cā 18 |
| Mutâga I Sênyamwīzá | : mu kīnjana cā 18 |
| Mwāmbutsa I Mbariza | : mu kīnjana cā 18 |
| Ntáre Rugămba | : 1796-1850 |
| Mwêzi Gisābo | : 1850-1908 |
| Mutâga Mbīkije | : 1908-1915 |

Mwāmbutsa II Bangiricênge : 1915-1966

Ntáre Ndîzēye : 1966

Kurí izo ntŏnde zibiri, ntitwōshōka túvuga ngo urutŏnde rw'úkurí ni uru cânké rúrĭya kukó umwé wĕse yarí afíse icó yabíkūyekó bívānye n'ámatōhōza yîwé. Abatōhōji b'ákăhise ntibahūríza ku gitígiri c'ábămi băgānje Uburŭndi; harí abavúga kó hăbāyehó ibihetangabo biné vy'ábămi banêbáne ni ukuvúga abămi cúmi na bátāndátu (16) n'ábavúga kó hăbāyehó ibihetangabo bibiri vy'ábămi banêbané ni ukuvúga abămi umunăni (8). Aríko túbigiriye umwîhwēzo ufatíye ku vyó twăsomye, urutŏnde rwā kábiri (ibihetangabo bibiri) rwōba arí rwo mū ngereranyo kukó abatōhōji (VANSINA J. 1961, CHRETIEN J.P et MWOROHA E. 1970, SMETS G., GORJU J. 1926) băfatiye ku bitígiri vy'íngānzo z'ábămi ahó mberé băbájije n'ábatângankurú nka Barajênguye Francois uwacûnga ingānzo ya MWÊZI Gisābo yabájijwe na CHRETIEN J.P na MWOROHA E. mu 1967 akêmeza kó azí ingānzo indwi. Ku bătānze urutŏnde rwā mbere (ibihetangabo biné) na bó (nka KAGAME A. 1978) afatíra kū ngereranyo n'ábămi b'Úrwānda, ntā masôko yānditse n'ámatōhōza yagízwe akwîyé dufisé abivugá mberé n'ábămi bĕnshi bó murí urwo rutŏnde ntā kăhise kâbo twărōnse. Aha twōvuga nka MWÊZI I Barīndamūnká, NTÁRE II Rubogora, NTÁRE III Sêmugānzashāmba, MWĀMBUTSA III Nyarushāmba, ....

Kubêra kó batabihūrizakó, twōsaba kó hōbonéka ababândānya bátōhōza kugíra ngo tumenyé igitígiri nyēzína c'ábămi băgānje Uburŭndi.

MWOROHA[32](1987) aratúbwīra iyó ijāmbo « ingoma » ryavûye: « Umwămi (abămi mu bwĭnshi) arí we yashînze ingoma (ingoma, ijāmbo risigûra kăndi « ubwămi ») mu Burŭndi yakóra mu búryo budasānzwé buhūzá cāne ivy'întwâro n'îvy'úgusēnga. Ijāmbo umwămi | umu –ămi | rēró ni iryā kêra kăndi rivūye mu rivúga « kwâma » | ku – âma | ni ukuvúga kurwīra. »

Nûbwó rēró abatōhōji b'ákăhise batavugá kumwé igihe ingoma y'Úburŭndi yatânguriyekó, baravúga kó yōbá yátānguranye n'úmwămi NTÁRE Rushatsi aríko ntibamuhá amâmūko asá nk'ûkó twābivuzé mū ntângamárārá.

[32] « Le Mwami (les Bami au pluriel) qui instaura le « tambour » (ingoma, terme désignant aussi le « royaume ») de la dynastie du Burundi agissait dans un contexte culturel particulier qui associait étroitement un rôle politique et une fonction religieuse, celle de médium entre le peuple et des forces surnaturelles. Le mot | umu – aami | reflète bien cette vision du monde ancienne puisqu'il est apparenté au verbe « kwama » |ku – aama | « être fécond » »
MWOROHA E., op.cit., p105.

Ivyĕrekeye amâmūko y'íngoma y'Úburŭndi ni vyīnshi nûbwó bitavugwá kumwé n'ábatōhōji. Aríko ivyó tumazé gusoma birêrekana kó ingoma y'Úburŭndi yabâyehó kăndi yōbá yátānguranye n'úmwămi wā mbere NTÁRE Rushatsi.

Umwămi rēró yarí umwămi w'Úburŭndi bwŏse. Aríko ntiyatwâra wênyené n'ûbwó arí we yarí kw'īsōnga ry'ígihúgu, hărihó abăndi bămufasha, igihúgu rēró cări gífise ingéne gitūngânijwe.

**2° Ingéne Uburŭndi bwări butūngānijwe**

NTAHOKAJA J.B.[33] aratúbwīra ingéne Uburŭndi bwări bútūngānijwe búmaze gutégekwa n'úmwămi :

« Uburŭndi bwătegekwa n'úmwămi agaserukirwa n'úmugánwa; umugánwa akavugirwa n'ábatwăre ; umutwăre agashikirwa mu bāntu n'úmuhámagazi. Umuhámagazi yarí ijîsho ry'úmutwăre, umutwăre ijîsho ry'umugánwa, umugánwa ijîsho ry'úmwămi».

Ingoma y'Úburŭndi yarí itûngānijwe hâba mu vy'întwâro cânké mu bīndi bisáta vy'úbuzima bw'ígihúgu. Ibi rēró, abatōhōji batarí baké bărabidôndōye mu bitabú vyâbo báfatiye ku vyăvūye mu matōhōza yâbo. MWOROHA E.[34](1977) aratúbwīra ingéne inzêgo zări zítūngānije kó umwămi arí we yagába gihúgu. Aratúbwīra kó hávūye umwămi hăca hâza abagánwa. Abó na bó ngo bări abó mu muryāngo w'úmwămi, mberé NTAHOKAJA J.B.[35](1978) wé avuga kó umugánwa yarí umwâna w'úmwămi bakamwīta inda y'íngoma. Murí abó, hărimwó abagánwa bakurú bătwāra intârá nínīníni hamwé n'ábagánwa batôyí bătwāra intârá ntôntó. Umugánwa rēró ngo yarí afíse ingabo ndetsé arwānije uwŭndi mugánwa akamútsīnda, yamútwāra ingabo n'ígihúgu akacōmeka kurí rwîwé. Uwu yarágaba, akanyaga, agakómōra inká n'ámatōngo y'íngabo .

MWOROHA E.[36](1987) arabítubwîra ati :

« Umugánwa yarí afíse ubushóbozi būngána n'ûbw'úmwămi, hâba mu vy'úbutûnzi, mu butŭngāne nó mu vy'întwâro, yarí afíse ubushóbozi bwó kugerēra nó gusohora umūntu, bwó guhana abarênze

---

[33] NTAHOKAJA J.B., Imigēnzo y'íkirŭndi, U.B, Bujumbura, 1978,urupapuro rwā 113.
[34] MWOROHA E., op.cit., p132-191.
[35] NTAHOKAJA J.B., op.cit., p118.
[36] « Dans sa région, un Muganwa disposait en tant que chef de pouvoirs immenses, équivalents à ceux du Mwami dans ces propres domaines, da nature à la fois économique, judiciaire et militaire. Il exerçait un contrôle éminent du droit foncier : droit installer (kugerera) des fidèles et d'expulser (gusohora) des insoumis (pour des cas de sorcellerie, d'agression contre le chef lui-même ou contre des initiés de Kirānga pour la rupture d'interdits familiaux graves, pour avoir semé du sorgho avant l'umuganuro »
MWOROHA E., op.cit., p218.

imiziro bâba abatwăre cānké ibishĕgu vyā Kirānga, bâba abarênze umuziro wó gutêra amasaká imbere y'úmuganuro. »

Iruhănde y'ăbo bagánwa bó mū nda y'íngoma, hări inkebé n'âbîshikirá.


Abăndi bărí ku rugero rumwé n'ábagánwa , inkebé n'âbîshikirá ni umugwi w'ábanyamabānga (abajêjwe amabānga y'íngoma n'îvy'úkwêmera) [ Abaganúza, abîru, ...].

Hávūye abó bagánwa n'ábanyamabānga, hăkurikira ivyârihó, aba bătōrwa n'ábagánwa n'ábatwăre kugíra ngo barōngôre udutŭmba (kamwé cānké tubiri).

Hăca hákurikira abashîngantăhe, aba ni bó băca imănza. Uruhára rwâbo rwări urwó gutûnganiriza abāntu ku mitŭmba.

Inyuma ya böse hāza « abanyágihúgu » .

MWOROHA(1987) aradúha ishusho itwĕreka ingéne Uburŭndi bwări bútūngānije :



**3° Intăhe mu gihe c'íngoma y'Úburŭndi**

Kĕra abāntu băratûnganirizwa. Ntā wŭzi nêzá inkómōko y'íntăhe mu Burŭndi aríko harihó amayăgwa anyuránye (imigáni n'íbitito, imyĭbutsa) avugá inkómōko y'íntăhe n'ábashîngantăhe mu Burŭndi. Aha twōtānga akarorero k'úmugáni wa NGOMA YA SÁCĔGA (rāba ku rupápuro rwā 40).

Abashîngantăhe bări báfise uruhára mu gucá imănza nó mu gutûngāniriza abāntu. Aríko, nk'ûkó SIMONS[37](1944) abitúbwīra, uguhana uwó icâha cāgíriye vyărabwa n'úmwămi, abatwăre n'îvyârihó aríko abo ntibăfata ingīngo kĕnshi ubwăbo. Abashîngantăhe ní bó băbūmviriza bakabatōrera ibihano n'îvyîru batāngá. Bati « kananira abagabo ntiyĭmye », abarŭndi bămye bátāta, iyó bananiwé băca bábishira mu bashîngantăhe bakabátūngāniriza.

Umūntu rēró ntiyĭyadukiza ngo ni umushîngantăhe, nk'ûkó NTAHOKAJA J.B (1978) [38] abitúbwīra : « umushîngantăhe ni umugabo yahâwe intăhe y'úgucá imănza. Bătira umugabo akuzé afise imyâka 25 n'íyirênga ntibătōra umwâna, ntibătōra umugoré. (...) Băramwŭmviriza ngo būmvé kó avugána ingīngo, kó ubwênge bwîwé butazīndwá, kó ashirúka amazīnda, kó arí n'úmutíma,... (...) »

SIMONS E.[39] (1944) atubwīra kó SÊNTÁRE zărutana, ndetsé n'îvyâha n'ímănza vyărutana. Agíra ati :

1. « Hărihó urubănza rwó ku muhana rwăcībwa n'ábashîngantăhe bó mu miryāngo y'ábatāse ; urwó rubănza rēró ntirwătwāza umukázo. Uru rēró ntirwări rûzwi i bwămi ;
2. Urubănza rwó ku mugina : Sêntáre y'ŭrwo rubănza yarí igízwe n'ábashîngantăhe hamwé n'îvyârihó. Aba băca imănza ntôntó : ubusúma, abătāse. Iyó arí imvo zikoméye cānké zērékeye ivy'întwâro, bĭtūra Sêntáre y'i butwăre ;
3. Sêntáre y'í Butwăre yarôngōrwa n'úmugánwa cānké umutwăre cānké igasasamwó abashîngantăhe bătōwe n'âbó. Urwo rubănza rwări rúhāmbāye cāne rwărāba ibīntu bikoméye (nk'ûbwîcanyi n'íbĭndi);
4. Hărihó ubwā nyuma Sêntáre y'í bwămi, yarí hējuru ya zöse; vyăba vyârêngeye abagánwa bagaca bábijāna i bwămi mu bashîngantăhe bó ku rurīmbi (ahó băcīra imănza i bwămi). »

---

[37] « Le droit de punir nappartenait au roi, aux chefs et aux sous-chefs. Néanmoins, il était rare que le roi et les grands chefs interviennent personnellement. C'était les bashingantahe (conseillers) qui entendaient les parties et les témoins, proposer les arrangements, fixaient les sommes à payer. »
Eugène Simons, Coutumes et institutions des Barundi, Revue juridique du Congo Belge, Elisabethville, 1944, p115.

[38] NTAHOKAJA, J.B., op.cit., p136

[39] SIMONS E., op.cit, p127

Ibānga ryó gucá imănza rwări uruhĕrerekane. Urubănza rwăhēra mu muryāngo, iyó arí ibikómeye bărūnguruza gushika i bwămi. NTAHOKAJA J.B (1978)[40] aratúbwīra ingéne urubănza rúshitse i bwămi ushîma cānké ugáya atā rĭndi yungururizo ryări hó:

« Ababûranyi bágaye urubànza băvuga bati dushīmye abagabó na rwó urubănza nti turushĭmye. Bakabarekura ngo shēngere, bakaja i butwăre, rúnaniranye bakaja i bugánwa, rwānanírana bakarushēngeza mu rurīmbi i bwămi. Aho hó băbānza kubatsibīsha icó umwûmwé azôtânga kăndi akarahira kó níyabá abêsha azôtânga inyána n'íkimasá c'ábagabo. Hari ahó umubûranyi yabá yáhaye abagabo ishūri y'ígituríre, ni vyó bĭta gutânga ipfupfú. Ni hó mwūmvá ngo hari abăca izā ngôndágōnde. Urucĭwe i bwămi ntirwăgíra ayăndi mūngururizo. Sêntáre y'í bwămi yĭtwa Nziriherá. »

Intăhe rēró yarí ifise ikibănza kiníni mu Burŭndi bwā kêra mberé MWOROHA E.(1977)[41]atubwira kó ijāmbo « umushîngantăhe » risigûra abāntu bashĭngá intăhe; bakabīta ukó kubêra inkoni bakubíta hāsí mu gucá imănza arí yo bĭtá « intăhe », iyo nkoni rēró ntiyahâbwa uwó arí we wĕse. Abashîngantăhe bări bûbashwe mberé bări bágize inkĭngi ikoméye mu vy'întwâro z'ígihúgu. Abashîngantăhe rēró barakenewe kugíra ngo barēngânure abāntu tukavyūmvira mu migáni ivugá ingéne ubushîngantăhe bwăje :

1. Umuganí wa Sámăndarí ajá i bwămi gusaba imbogá : uwu muganí uvuga ingéne Samăndari yadêndereje amwămi ngo yamwīvye utunyabutōngo icó kinyomá kigafata. Intūmbēro ya Samăndari yarí iyó kwĕreka umwămi kó bikenéwe gucîra urubănza abāntu imbere yó kubîca kukó bavugá kó urînze ashêngezwa i bwămi yâgirizwa kumēnja băca bámwīca atárīnzé gusâmba.

   Mu gihe cā Sámăndari, abagabo bărihó n'íntăhe yarí isânzwe irí ho aríko gusa ico gihe i bwămi ntibăca imănza hákurikijwe ubutŭngāne bw'íntăhe.

[40] NTAHOKAJA J.B., op.cit., urupapuro rwā 140

[41] (...) Ce terme veut dire « ceux qui plantent la baguette ». On les désignait aussi à cause d'un petit bâton (Íntăhe) qu'ils frappaient sur le sol lorsqu'ils arbitraient les litiges des habitants da la colline ; (...). Ces autorités arbitrales constituaient donc un pilier fondamental du système politique burundais. »
MWOROHA E., op.cit., 1977, p171.

**4° Ingabo z'ígihúgu mu gihe c'íngoma y'Úburŭndi**

Umwǎmi yarí afíse ingabo ku kurǐmba bǐta « intŏre ». MWOROHA[42] (1977) arabítúbwîra nêzá : « Intŏre (abătōwe) bări abarwānyi băba ku kirǐmba c'úmwǎmi. Abó rēró bămbara insâto z'íngwe zinyutsé.

Mu gihe c'ámahóro, băriyereka. Aba rēró bări bákomeye ni bó bărwānya abânsi bátēye igihúgu (umwǎmi) cānké bagasubiza inyuma abasumá. Bări báfise umukurú w'âbo (umukurú w'íngabo ), uwu yarí umuhanūzi w'íngabo zó ku kirǐmba c'ūmwǎmi. »

Nûbwó rēró kū ngoma y'Úburŭndi atā bigwānīsho bicīrá umuriro vyărihó, intârá z'úmwǎmi n'îz'ábagánwa zăraràbwa n'íntŏre. Izo ntŏre rēró ngo zăshobora kuva mu miryāngo yēgéreye ikirǐmba cānké mu batwăre cānké abakíri bató bavūyé mu mihîngo myǐnshi y'ígihúgu. I bwǎmi rēró turûmva kó cări igihúgu cătāhwa n'ábāntu. Aba rēró nk'ûkó MWOROHA E. (1977)[43] abitúbwīra ngo ntibărābwā na kámwe. Avuga kó túretse kuhîgira ubuhǐnga bwó kugwāna nûbwó kwǐyereka, intŏre zăratôrwamwó abakevyi, abakámyi, ... »

NTAHOKAJA J.B.[44] (1978) aratúbwīra kó izo ntŏre zări imicé myǐnshi kăndi umucé umwûmwé warí ufíse intwāzangabo zâwo. Agíra ati : « Intŏre zări ibicé kwǐnshi kimwé kikagira intwāzangabo yâco ikǐndi iyăco. Intŏre za Mwêzi zări Abadásigâna bǐtwa *Abahévyi*, kurí Mutâga bǐtwa *Abaríbukiré*, kurí Mwāmbutsa bǐtwa *Amasúka*. Intŏre z'úmugánwa na zó nyéne zărītāzīra utûzína tw'úbuhizi, nko kwā Karabôna abāntu bó mu Mirângo bǐyita *Intērana*, ab'í Nyāntāmbwe bǐyita *Amasúka*, abó mu Birwāna bǐyita *Abarwāna* (...) ».

Nk'ûkó twābivuzé, Uburŭndi bwā kêra ntā bigwānīsho bicīrá umuriro bwări búfise aríko bărivuna umwânsi. MWOROHA E.[45](1977) aratúbwīra kó ibigwānīsho vy'úmurŭndi wa kêra vyări: amacúmu,

---

[42] Les ntore (les élus) étaient des guerriers permanents vivant à la cour du roi. Cette catégorie était particulièrement bien soignée. Ils portaient des peaux de léopard ou de serval. En temps de paix, les ntore étaient surtout des danseurs. Ils constituaient une sorte de police utilisée pour briser les rebellions localisés ou réprimer les vols. Ils avaient un chef suprême, umukúru w'íngabo, qui était le conseiller militaire royal.
MWOROHA E., op.cit.,1977 p178.

[43] « (...) Tout en s'exerçant aux techniques de la guerre et à l'art de la danse, ils pouvaient briguer différents avantages : fonction des bakevyi, bakámyi, ... »
MWOROHA E., op.cit., p178


[44] NTAHOKAJA J.B., op.cit., p120.

[45] «Le départ à la guerre était chaque fois précédé par la consommation du «kanywabahizi» (boisson des valeureux), bière préparée spécialement en cette circonstance ». MWOROHA, E., op.cit., p196.


inkôta, ikimīto, ubuhiri n'ínkīnzo. Aratúbwīra kăndi kó umunyágihúgu wëse w'úmurŭndi yarí afíse ibirwānīsho vyîwé. Iyó Uburŭndi butēwé n'íkĭndi gihúgu bihāná imbíbe, umuryāngo wöse warátānga ikirwānīsho. Imbere yó kujá ku rugămba, băbānza kunywá akayogá kātegûriwe urwó rubănza kĭtwa « akanywâbahizi ». Hărihó abăndi barwānyi bĭtwa « abanyámitaná » ni bó bĕgeranya imyāmpi hamwé n'ábăndi bĭtwa « abaziragihakwe » băkorēsha ubuhĭnga nsígabwênge mu kwāmbariza ingabo ntizíkomereke[46]. Aratúbwīra kăndi kó bávūye ku rugămba băca bárya ibimasá. Abăba bâgize ubwôba băhābwa ibitigú vy'ĭcó kimasá bakabaha imvûzo mū mpŭzu. Abătorotse na bó băbaca igikŏnjo bagaca bîrukanwa arí bwo abarŭndi bări báfise indahiro ngo « Ndagacībwa igikŏnjo » (isigûra ndakamēnja).

Ivyo kwĭvuna rēró vyări vyûbashwe mu Burŭndi, ndetsé ryări itêká ku barŭndi. MWOROHA E.[47] atubwira kó kujá kugwāna ryări itégeko kurí buri mūntu mberé kări n'ákaryó kó guhûza abakurú n'ábató, abatwăre n'ábanyágihúgu.

Ng'āyá amashusho y'íbigwānīsho bimwêbimwé vy'úmurŭndi wó ku ngoma y'Úburŭndi[48] :



Inkôta




Imyāmpi


[46]« Il y avait d'autres combattants qui tenaient les carquois (abanyamitana), des ramasseurs des flèches ;ainsi que les (baziragihakwe) qui empêchaient magiquement les guerriers de se blesser.Le retour à la guerre était fêté par la consommation de taureaux et d'abondantes libations.Les peureux étaient condamnés à manger le foie et on versait la lie de la bière sur leurs habits.Quant aux déserteurs, ils avaient le poignet coupé et se voyaient chassés de leurs propriété.Les Barundi avaient une grande réputation pour la désertion, c'est pourquoi un des jurons préférés des vieux «ndagacībwa igikŏnjo» ( autrement dit que je sois déserteur ).
MWOROHA E., 1977, p197

[47]ibidem


[48] BOYAYO A. et BUTARE Th., Abrégé d'histoire du Burundi, Bujumbura, 1970




Amacúmu



Umuheto



Inkīnzo



Ubuhiri



Ikimīto

Nûbwó rēró igihúgu cări kígabuye, uwarí kw'īsōnga ry'ígihúgu arí we « umwămi» yarí nyené ubushóbozi, bămwīta « nyené inká», « nyené imirimá». Uwo yarí afíse ububăsha bwó gutânga amatōngo arí vyo bĭta « kugerēra » nó kunyaga arí vyo bĭta « gusohora ». Ivyó ní vyo vyĕrekana kó arí we nyené isí, nyené ubutûnzi bwöse.

Aríko, nâhó umwămi arí we yagába akagānza isí, hari ivyó atări yîshoboje wê nyéne arí vyo vy'úgusēnga n'îvy'úbupfumú. Ibi vyărābwa n'ábanyamabānga, aba bări báhāmbāye cāne mu buzima bw'ígihúgu.

**5° Abanyamabānga**

Abatōhōji batarí baké baratúbwīra kó ivy'úkwêmera n'íbisígabwênge vyărābwa n'ábanyamabānga gusa. Aba ní bo bări báfise ibānga ry'íngoma, ni bó bări bâzi ishīngiro ry'íngoma y'Úburŭndi. Umwămi rēró ntā ngīngo n'īmwe yafáta atábānjé kubagīsha inâma.

MWOROHA[49](1977) agira ati : « (...) ayó mabānga na yó si ayăndi ni amatégeko ubuzima bw'ígihúgu bwări búshīngiyekó ».

Abanyamabānga rēró bări imicé itatu[50] :

1. Abări bájējwe amabānga y'íngoma (abaganúza, abanyănge) ;
2. Abapfúmu n'ábări bájējwe ivyó kubāndwa ;
3. Abărāba imigirwá y'í bwămi gusa : imigirwá ijānyé n'íngoma, imigirwá ijānyé n'íbikôkó bimwêbimwé, imigirwá ijānyé n'úmucănwa.

**a) Abări bájējwe amabānga y'íngoma**

Abaganúza ni bó bări bakurú. Bări bájējwe gutégūra umŭsi mukurú w'úmuganuro, uwu na wó ukaba wári uhâmbāye cāne mu buzima bw'ígihúgu. Bări báfise ivyībare vyâbo i Nkóma, i Magămba, i

---

[49] « (...) Ces secrets n'étaient autres que les règles sur lesquelles se fondait la vie de l'Etat »
MWOROHA E., op.cit.,1977, p180.

[50] « On pouvait distinguer trois groupes principaux de ces ritualistes :
1. Les dépositaires des secrets d'Etat (Baganuza, Banyange) ;
2. Les devins et dignitaires royaux en rapport avec le culte national de Kirānga ;
3. Les responsables des cultes exclusivement royaux : Le culte des tambours, le culte lié à certains animaux, le culte du feu et des marais d'Umuganuro »
MWOROHA E., op.cit.1977, p150.

Kirwa n'í Burūnga. Ni bó bônyéne bări bâzi imigirwá n'úbuhĭnga bujānyé nó guhîmbāza umuganuro n'îyímikwa ry'úmwămi mushăsha[51].

MWOROHA E.[52] (1987) aratúbwīra bakurúbákuru: « Abaganúza bakurúbákuru bări ab'î Nkóma (uwĭtwa Ntáre y'î Nkóma ), ab'í Kirwa (Nzóbe na Inankoni) n'âb'î Magămba băzana amasaká yó gutégūza umuganuro.

Abanyănge n'âbîru na bó bări bájējwe ivyó gufuba abămi n'ábămikazi, baracûnga n'íngānzo zâbo . MWOROHA E.[53](1987) aratúbwīra kó igihúgu c'âbîru cări gíhāmbāye cāne, yába umwămi, bâba abatwăre bakurú ntā n'ŭmwe yashóbora kuhînjira ; abîru ní bo băhatwāra bakahagānza.

**b) Abări bájējwe amabānga ya Kirānga**

CHRETIEN J.P. (1970) asubírwamwó na MWOROHA E. (1977) atubwīra kó Kirānga yarí afíse ikibănza kiníni kăndi yŭbahwa. Yarí umwâna w'úmwămi mberé yarí nk'úwŭndi mwămi mu Burŭndi, yarágaba inká kăndi yafătwa nk'úwukîngira Uburŭndi. Aratúbwīra kó umwămi atăbāndwa kukó yarí mukúru wa Kirānga ngo ntā mwămi asabá uwŭndi.

Ibānga ryo kubāndwa rēró ryări ríhāmbāye mberé ryărasónerwa mu Burŭndi bwŏse. Iyó migirwá yahágaríkirwa n'úmupfānabānga yĭtwa Mukâ Kirānga. Uwu rēró nk'ûkó MWOROHA E.(1977) ku rupapuro rwā 156 abitúbwīra yafátwa nk'íkimazi, yabá arí inkumí yatôrwa mu muryāngo w'Ábashūbi agasubirizwa ukó ingoma zihīndútse. NTAHOKAJA J.B.[54] (1978) aratúbwīra ivyó kubāndwa nó gutérekēra mu Burŭndi. Avuga kó kĕra băsēnga Kirānga. Mu kubāndwa bătāngura gutérekēra, bámaze gutérekēra bakavumereza umwămi. Uwó mwămi băvumereza yarí Kirānga.

Dúhēreye kurí ivyó vyó gutérekēra, atubwīra kó abarŭndi bămye bêmera kó umūntu adapfá ngo aheré, ni na có gitúma băterekēra ngo umuzímu w'âbó băbuze ntŭbahūmire, bărawĭsēmbereza kukó ushávuye wōbagiríra nâbí bagaca báwuhūmuza mu kuwúterekēra.

[51] Ibidem.
[52] « Les principaux étaient les baganuza de Nkoma (celui appelé Ntare de Nkoma), de Kirwa (Nzobe et Inankoni) et de Magamba, fournisseurs du sorgho rituel. »
MWOROHA E., op.cit., 1987, p214.
[53] MWOROHA E., op.cit., 1987, p152.
[54] NTAHOKAJA J.B., op.cit., urupapuro rwa 153-158.

Mu kubāndwa na hó nyéne ngo hǎba hári intêzi bagōmbá kumarīra cānké yabá arí inêza bagōmbá kwîgina; nk'úmūntu yarwâye cāne hā nyuma agakíra yarágira umǔnsi mukurú w'úkurâza Kirānga ngo amukěngurukire.

Ivyo kubāndwa nó gutérekēra ntāwībidōndōra ngo abimáre murí uno mucé w'ígikorwá. Nk'ûkó NSABIMANA T.[55] abivugá, Kirānga ni wé yarôngōra ivyó gusēnga kǎndi yarí yûbashwe. ZUURE B. [56](1929) na wé avuga kó abarǔndi bǎha ikibǎnza kiníni umugirwá wó kubāndwa nó gutérekēra.

NTAHOKAJA J.B.[57](1978) aratúbwīra kó mu banyamabānga kǎndi harímwo abapfumú. Aba bǎri abahīnga bǎri bájējwe gukīngira amagará y'úmwǎmi, ay'âbó mū nda y'íngoma ndetsé bǎkīngira igihúgu cöse. Bǎtōrwa n'úmwǎmi mu miryāngo y'Ábahutú b'Ábajîji n'îy'Ábahimá (Abasigí n'Ábagára).

Kū ngoma ya cǎmi, Uburǔndi bwǎrí bútūngānijwe bishimîshije nk'ûkó twābibǒnye. Ahó rērό twācīye ku masōnga kukó ntāwǒɔidōndōra ngo abimáre mu kigabáne kimwé kanátsīnda abǎbitōhōjekó ni běnshi. Inzêgo z'ígihúgu rērό zǎmyehó vyūmvîkana kó « akǎhise gategûra kazôzá » nâhó ubu bitamezé nk'ǎho hāmbere, umūntu arabirahuramwó ibishóbora kumúfasha. Abarǔndi turabônye kó bǎfashānya gutûngānya igihúgu. Umūntu wëse mu gisáta yarímwo yarí afītiye akamaro igihúgu.

[55]« Au point de vue religieux, Kirānga est au centre de toute activité »
NSABIMANA T., La royauté sacrée et le culte initiative de Kubandwa, p70.
[56] « Les barundi attachaient une grande importance sur le culte de Kubandwa ainsi que celui des ancêtres »
ZUURE B. op.cit., 1929 ; p18.
[57]NTAHOKAJA, op.cit, urupapuro rwā118

**III.2. Amazína y'úruháro yērékeye ingoma y'Úburŭndi**

Amazína y'úruháro yērékeye ingoma y'Úburŭndi ari ubwôko butāndúkānye :

- Hari ayĕrekeye amabānga yó gutérekēra ibimazi vy'Úburŭndi ;
- Hari ayĕrekeye ibimazi.

**a) Ayĕrekeye amabānga**: Kū ngoma y'Úburŭndi hărihó abĭtwa izína ry'íbānga bajējwé nk'ûkó NTAHOMBAYE P.[58](1983) abitúbwīra:

-MUKÂ KARYĒNDA : |Mukâ – Karyēnda| Ni umwămikazi wa Karyēnda (iyi na yó nk'ûkó abatōhōji batarí baké babivugá ikaba yári ingoma y'úbwămi yĕrekana ingānji) yatôrwa mu muryāngo w'Ábajiji. Mukâ Karyēnda rēró yarí afíse ibānga rijānyé n'īyo ngoma:

- Yaráyisîga amavúta yôsheje isēnga n'íbimôta nêzá kugíra ntĭbūngwe;
- Yaráyikúyakuya n'ínkuyo kugíra ntiyûme[59].

Iyó umwămi yatānzé, Mukâ Karyēnda n'ábatéramyi b'i Buryēnda (ahó Karyēnda yabá ), bărayikîngira ngo ntiyîbwe. Kw'īyímikwa ry'úmwămi mushăsha na hó, ngo Mukâ Karyēnda yōba yáraryâmana n'úmwămi[60]. Uwo rēró yarînda apfá atárōngówe, yĭtwa umupfānabānga[61].

-MUKÂ KIRĀNGA | Mukâ – Kirānga | (umwămikazi wa Kirānga)[62]: Ni umwĭgeme yatôrwa ngo abé umwămikazi wa Kirānga. Yatégerezwa kubá umwĭgeme yakúranye ubwîtōnzi, yarînda ápfa atâbîriwe kăndi atámenyé ibānga (na wé nyéne yarí umupfānabānga). Ku mŭsi w'úmuganuro, yabá akîkijwe n'íbishĕgu abó bakĭrirwa baravyína; yămbara ingeyo y'úmutána, zări inshâto zihūnzwé amayugi.

-MUKÂSÁTO | mukâ – (i)- sáto | : Ni izína ry'íbānga kukó uwu ni wé yatérekēra isáto. Uwā nyuma yarângūye iryo bānga bămutāzīra JURU RY'Í KAGŌNGO kukó yabá i Kagōngo. Yatôwe mu Bashûbi b'i Kagōngo. Ashítse, umwămi yamútēreráko impŭzu nshăsha bakagira ngo umwămi aramurōngoye[63]. Băca bámurūngikana ingoma n'íngabé akaja kubá mu kigabiro c'i Kagōngo mu

[58]NTAHOMBAYE P., op .cit. p50
[59]Ibidem
[60] Ibidem
[61] Ibidem
[62] NTAHOMBAYE P., op.cit., p51
[63] Ibidem

kibira cā Bihiribígŏnzi (isáto), na wé nyéne yarînda apfá atâbíriwe. Bămwīta igiterékērwa c'îsáto, umwămikazi w'ímizímu.

- MUTWĒNZI /mu - twēng-i-i/: Yarí nka mushíki w'úmwămi mw'Ībānga, yarí afíse uruhára rukoméye ku muganuro, yatwêngera ubucá (inyényĕri yó mu mutwēnzi yērékana kó bukēyé). Na wé nyéne yarágera imbavu n'úmwămi, iyó akūkúrutse, umwămi yarámuhá intârá, akamúha umugabo bătegerezwa kuvāna bávyāranye abâna batatu kukó cărazíra kó avyāra umwâna wa káne, uwó yîtwa umugarariji[64].

- INAMUKÓMACÔTO |ina| mu – kóm – a | i – ki – ôto |: yakómeza umucănwa ku mŭsi w'úmuganuro[65].

- INABATARAMUKA /ina – ba – taram – uk- a/: Ni wé yămira inkúba, abônye umurávyo yáca avúga ati: « gobera, shônga »[66]. Ni wé kăndi yasûzuma imvúra kugíra ntiyônone ibīntu[67].Yămūka mu muryāngo w'Ábahimá b'Ábavējuru.

- MUJA W'Í BWĂMI : Uyu yarí afíse ikibûnda kăndi yĭgēnza nk'îmbwā; yahêngēra abāntu bákoranye ku muganuro akabátaramura mu kuva hāsí akabasōbamwó[68].

- NYĀNGEMÂNYA / nyā- n- gem – an – i- a/: Yarí umunyabīntu, ni wé yarâba indyá n'ínyŏbwa ku muganuro,

- MITÁRĀMBO : Ni wé yarí ajêjwe isuku ry'úmwămi, yarárāba kó ingeyo (ivyămbarwa) z'úmwămi zitūngânije, akarāba kó umwămi yāmbáye nêzá.

Iruhănde y'ăyo, harihó amazína ané y'ubwămi (yērekana ibānga ry'úbwămi) atwēreka ingéne băgīye bákurikirana kū ngoma.

NTAHOMBAYE P.[69] Arayáduhá :

1° NTÁRE: | (i) – n – táre |: iri ni izína ry'íbānga ryăhābwa umwămi wā mbere mu rukuríkirane rw'ámazína ané y'ábāmi băgānje Uburŭndi.

---

64 NTAHOMBAYE P., op.cit., p51.
65 MWOROHA E., op.cit., p12.
66 NTAHOMBAYE P., op.cit., p52.
67 Ibidem
68 Ibidem
69 NTAHOMBAYE P., op.cit., p47-48

2° MWÊZI : |Mu – êzi | : ni izína ry'íbānga ryăhābwa umwămi wa 2 mu rukuríkirane rw'ámazína ané y'ábămi băgānje Uburŭndi, abămwāmukáko na bó ni abêzi. Yarí mwīzá nk'ûkwêzi. Aha rēró băgereranya ubwîza bwîwé n'ûkwêzi.[70]

3° MUTÂGA : |Mu – tâga |: ni izína ry'íbānga ryăhābwa umwămi wa 3 mu rukuríkirane rw'ámazína ané y'ábămi băgānje Uburŭndi. Uyu rēró ngo yōba yávūtse ku mutâga, ngo yása nêza cāne nk'îzûba ryó ku mutâga.

4° MWĀMBUTSA : | Mu – āmbuk – i – a | : ni izína ry'íbānga ryăhābwa umwămi wa 4 mu rukuríkirane rw'ámazína ané y'ábămi băgānje Uburŭndi. Iryo zína rivūye mu rivúga « kwāmbutsa» risigûra « kujabutsa », « kwāmbuka » bisigûra kujabuka umwônga.

Abămi rēró bări báfise amazína y'úbutwârí aríko nk'ûkó NTAHOMBAYE abitúbwīra, iruhănde yâyo barabōngerako ayăndi: NTÁRE Rushatsi, MWÊZI Gisābo , MUTÂGA Mbīkije, MWĀMBUTSA Mbariza, ...Ayó na yó nyéne yaragíra icó avūyekó nk'ûkó bidōndôrwa murí iyi kazīndūzi. Harí ubwó băbīta NTÁRE I , NTÁRE II , ... kugíra bamenyé ukwó babatăndukānya bívānye n'úwurí kū ngoma.

**b) Ayĕrekeye ibimazi**

- KARYĒNDA /ka- ryēnda/ : Ni izína ry'íngoma y'íkimazi c'Úburŭndi.Yarí ingoma y'úbwămi mu Burŭndi, ni yó yarí ikimenyētso c'întwâro ishīngíye kū ngoma kăndi yarí yûbashwe (RODEGEM 1971 :222 , NTAHOMBAYE1983 : 83).

- RUKĪNZO /ru- kīng-i-o/ : Ni izína ry'íngoma y'íkimazi y'úmwămi ikaba yĕrekana ububăsha bw'úmwămi. Yagêndanira umwămi iyó aroyé höse, warí nk'úmugēnzo (BOYAYO A. et BUTARE Th. 1970).

- SÊMASÁKA: Yarí ingabé. Iyi rēró ntiyarí isânzwe, ntāwashóbora kuyîca, ntāwaryá inyama zâyo ndetsé ntāwakûrakó ubwŏya bwâyo.Yĭtwa kăndi « Kimazi »; yarí ifíse imiziro n'ímihámuro kăndi yarûbahwa cāne. Igárutse mu ruhŏngore rwâyo yăkīrwa n'ímpŭndu, abăza kurāba umwămi bagahūra n'īyo ngabé băca báhagarara imbere yâyo bakayiramutsa bákoma amashí bánayitāzīra.
(BAHENDUZI M. 1991: 156)

70 NTAHOMBAYE P., op.cit., p54.

- MUHABŪRA /mu- habur- a/ : N'ǐyi ni ingabé yagêndanira umwǎmi iyó aroyé höse (GAHAMA J. 1983: 364).

- ISÎNZO NYABARIMA : Isînzo nyabarima ni yó itwârá ibǐndi vyûma kukó ishobóra kubítema. Ku mǔsi w'úmuganuro, ivyó vyûma vyǎtōndēshwa imberé y'úruhǎnga rwā Karyēnda n'ábagánwa bâyo.

Amazína y'úruháro arí yo twīgá murí iyi kazīndūzi yâcu arí imigwi myǐnshi kǎndi yatôwe n'abāntu báfise icó bayakǔyekó. Bā sôkúru rēró birabóneka kó bǎri bâzi kwǐhwēza nêzá ibibákǐkije. Mberé RODEGEM F.M[71](1965) arabítubwîra nêza kó amazína y'úruháro atǐyadukije, yatôrwa bívānye n' îvyîyumvīro vy'ábāntu n'ímiběrehó yâbo.

Nûbwó rēró dukoréra ku mazína y'úruháro, harihó amazína y'úrusǎngi tutōkwīrēngagiza kukó adufásha gutāhūra nêzá ingoma y'Úburǔndi:

1. Umwǎmi : Rivūye mu rivúga « kwâma » kukó bavugá kó yavûkana imbúto kǎndi arí we yarí « nyené inká », « nyené imiríma ». Uyu rēró nûbwó arí we yarí hējuru ya böse, ntiyatwâra wê nyéne, hǎrihó abǎmufasha mw'ītûngānywa ry'ígihúgu: Abagánwa, ivyârihó n'ábanyamabānga. Umwǎmi ntiyarí asânzwe, ukudásāngwá kwîwé vyǐbonekeza mu buzima bwîwé bwā mîsi yöse. Ibihǐmba vy'úmubiri vyîwé vyǎrasónerwa, bǎkorēsha imvúgo ihinyânyuye mu kubívuga : inda yîwé yǐtwa « igisābo », amênyo yǐtwa « ingóro », amâso yîwé yǐtwa « inyônga » (BAHENDUZI M., 1991: 14). Umwǎmi ni wé yagába isí yöse y'í Burǔndi, ni wé yagába abarǔndi böse n'înká zöse z'í Burǔndi. Abarǔndi bǎmwūbaha nk'Îmâna.

2. Umuganuro : Ni izína rivūyé mu rivúga « kuganura »(ku-ganur-a) ni ukuvúga guhîmbāza umǔsi mukúru w'úkubíba amasáka (arí wo muganuro). Kuganura rēró gufise insígūro zibiri « kuryá umwâka » cânké « kuryá isúgi », izo mvúgo rēró zǎkorēshwa mu kuvúga ihîmbāzwa ry'úmǔsi mukúru w'úmuganuro (BAHENDUZI M., 1991: 17; RODEGEM F.M, 1971: 208).

Umuganuro rēró warí umǔsi w'ûkó umwǎmi yǎkīra isúgi cânké kuryá umwâka; ni umǔsi mukúru ahó umwǎmi w'í Burǔndi yahêzagira imbúto zirimwá mu Burǔndi. Kurí uwo mǔsi, Abarǔndi bǎsaba Imâna ngo ikoméze umwǎmi, ikīngíre Uburǔndi ivyâgo n'índwāno z'âbânsi; Imâna zǎba zêze

[71] « Le choix des noms propres rundi n'est pas laissé à l'arbitrage. Les procédés de formation des noms propres obéissent en général à des impératifs coutumiers à certaines structures mentales (...). »
RODEGEM F.M., op.cit., p2.

(RODEGEM F.M.1971 :208). Abǎwutegūra bǐtwa abaganúza. Umuganuro kǎri akaryó kó guhûrira hamwé ku bāntu bó mu gihúgu cöse kumwé n'ábanyamabānga.

3. Abaganúza : Abaganúza ni abǎtegūra umǔsi mukúru w'úmuganuro; bǎri Abahútu bó mu muryāngo w'Ábajîji, bǎmūka ku musózi wa Mpǐnga ( MWOROHA E., 1977: 150 ; RODEGEM F.M, 1971: 242). Aba rēró bǎba mu vyǐbare vy'ámabānga vy'î NKÓMA, KIRWA na BURŪNGA, ní bo bônyené bǎri bâzi imigírwa n'úbuhǐnga bǎkorēsha mu guhîmbāza umǔsi w'úmuganuro (MWOROHA E., 1977:150). Ku mwâka ku mwâka, mū mpéra z'ūkwêzi kwā Kigarama, abaganúza bǎragána i Murāmvya kugíra bahīmbâze umuganuro. Hagáti y'úmuganuro n'úwǔndi, icǎbarāza ishîngá kwǎri ugutégūra imiríma ibibwamwó amasáka y'úwǔndi muganuro. Abaganúza bǎrītūngānya bó nyéne kǎndi umwǎmi yarábakûnda. Mu mǐsi y'úmuganuro, ni bó bǎri nk'ábakúru, ingoma zǎravúzwa mu vyǐbare vyâbo. Abaganúza bakúru bǎri bané: uwā mbere yarí NTÁRE Y' Î NKÓMA (uwā nyuma yarângūye iryo bānga yǐtwa MAHĚMBE), uwa kábiri NZÓBE Y' Í KIRWA (uwā nyuma yǐtwa Gapaya), uwa gátatu yarí MWĀMBUTSA W'Í MAGǍMBA (uwā nyuma yǐtwa Tīnya), uwa káne INANKONI (uwā nyuma yǐtwa Kēbeya).

4. Ingabé : Rivūye mu rivúga « ku-gab-a » (umugabé, umugabo). Iryo zína risigūra inká y'ígiterékērwa ifisé ibára ryīrábura ifisé uruhǎnde rw'îbára ryērá. Ingabé nkúru zǎri zibiri: MUHABŪRA na SÊMASÁKA. Zǎtāngwa n'ímiryāngo y'ÁBAHÍMA b'ÁBACŌNDORE (RODEGEM F.M, 1971: 246 ; SIMONS E., 1944: 69). Hari n'ízǐndi ngábe zǐtwa Ndamwǐgine, Gitsîndiye na Ntârubíbe.

5. Ingoma : Ijāmbo « ingoma » rifise insígūro nyǐnshi zitāndúkānye. Risigūra ingoma bavuzá (bakaná mu gití bagafukīsha urusâto), ubwǎmi cānké ingānji.

Amatêka y'Úburǔndi yarí ashîngiye kū ngoma y'úbwǎmi yǐtwa KARYĒNDA yarí ikimenyētso c'îngānji mberé intwâro ubwâyo yǐtwa « ingoma y'Úburǔndi ».

Mū mvúgo ya mîsi yöse bǎrakórēsha ijāmbo ingoma ryērékana ingānji :

- kubá kū ngoma gisigūra kugānza
- inda y'íngoma
- ingoma yagúkānze irahirira ugahūnga
- ukó bazivugíje ni kó bazitǎmba ni ukuvúga uko ibīntu bihīndútse uramenyēra

- ingoma nzīzá ni iyigúkijije
- ingoma ntizīmá kumwé (BAHENDUZI M., 1991: 79-81)

6. Icǐbare : Icǐbare (ivyǐbare mu bwînshi) rivūye mu rivúga –kwǐbara- ni ukuvúga kugíra uburêngānzira bukwīyé ku kīntu (NSANZE A., 1980: 7). Kū ngoma y'Úburǔndi ivyǐbare vyǎgēnda bísūmbasūmbana : icǐbare c'úmwǎmi, icǐbare c'úmutwǎre, icǐbare c'úmugánwa. Icǐbare c'úmwǎmi cǎba arí icîwé wênyené kugíra yīkénure (NSANZE A.,1980: 9).

Ayo mazína rēró kumwé n'áyǎndi tutīríwe turadôndōra adufasha gutégēra amazína y'úruháro amwâmwé agizé kazīndūzi yâcu ni bwó rēró twǎyǎndika mū ndóme nkúru akaba yarádôndōwe mu kigabáne cā kazīndūzi nyēzína.

### III.3. Ibihe bikúrubíkuru vyǎrānze ingoma y'Úburǔndi bwā kêra

Ingoma y'Úburǔndi yōbá yátānguye yátānguye mu kīnjana cā XV gushika mu 1920 irafíse ibihe bikúrubíkuru vyǎyirānze nk'ûkó abatōhōji batarí baké bǎgīye baravyāndika (MWOROHA E., 1987, VANSINA J.,1972, GHISLAIN J. 1970, BOYAYO A. na BUTARE Th., 1970,...). Aríko ivyo bihe ni ibigéreranywa kukó bōse ntibabivugá kumwé :

a) Mū kīnjana cā XV: Imbere y'úmūzo w'íngoma y'Úburǔndi, hǎrabāyehó umūntu yǐtwa **Ntwêro** mu bumanuko hagatí y'înzûzi Murêmbwe, Wâgá, Ruvyirônza na Jîjí. Uwu yavyâye abâna babiri **Jabwe** na **Nsoro**. Jabwe ngo yōbá aríwe yavyâye umwǎmi NTÁRE Rushatsi ku mugoré wa Nsoro (rāba murí kazīndūzi nyēzína ukó vyǎgēnze : kurí Nsoro na Jabwe),

b) Mu kīnjana cā XVI : Ingoma y'Úburǔndi yōba yátānguye imbere cânké inyuma gatôyí y'íkīnjana cā XVI. Yashînzwe na **NTÁRE Rushatsi** arí we mwǎmi wā mbere w'Úburǔdi. Uyu rēró yacîye afátanya intârá zǎri zítāndukānye zǎtwārwa n'ábǎmi bǎsa n'ábakurú b'ímiryāngo (Abajîji b'î **Nkóma**, Abahânza bó mu **Butūtsi**); yaráfatanije kândi ibihúgu vyǎgabwa n'ábǎmi batāndúkānye, igihúgu cǎgabwa na Ntwêro n'icǎgabwa n'úwǐtwa **NTÁRE Karemēra** yǎmūka mu **Bugesera** ico gihe cǎri igihúgu kiníni cīgaba kikigānza, cǎri gífise umwǎmi n'íngoma. Ntáre Rushatsi yacîye atânguza **umuganuro** n'íyǐndi migírwa ijānye n'íngoma; ngo n'úmugírwa wó **kubāndwa** watânguranye na wé kukó nk'ûkó MWOROHA E., 1987: 110 abivúga mu vyó yakûye mu kinyámakúru *Rusīza Amarēmbe* cā Pio Canonica

1940, Ntáre Rushatsi na **Kirānga** băshikiye rimwé i Nkóma (rāba Kirānga murí kazīndūzi nyēzína).

c) Mu kīnjana cā XVII : Amasôko y'í Rwānda nk'ûkó bivúgwa na MWOROHA E., 1987: 115 ngo avuga kó mu gicé cā mbere c'íkīnjana cā 17 ingoma y'Úbugesera yagânzwa na **NTÁRE Kibogora** yarí abângabānganywe na **RUGĂNZU Ndôri** umwămi w'Úrwānda hamwé na MUTÂGA Sênyamwīzá Abanyarwānda bīta **MUTÂGA Nyamúbi** yarí abângabānganywe na **MUTÁRA Sêmugéshi** w'Úrwānda umuhŭngu wa RUGĂNZU Ndôri.

d) Mu mpéra y'íkīnjana cā XVIII: Ni hó umwămi akoméye **NTÁRE Rugămba** yīma. Ni wé Uburŭndi bukēshá imbíbe bufisé ubu. Yarâguye igihúgu cāne yīgarurira igihúgu c'Úbugesera, intârá y'**Ímbo** yagábwa n'Ábashí n'Ábafurēro, **Ubuyogoma** n'**Úbugúfi**. Yarárwāna intāmbara agatakó akazítsīnda eka ngo yarí azí gutûngānya nêzá igihúgu kū mpănde zöse.

e) Mu kīnjana cā XIX: Iyímikwa ryā **MWÊZI Gisābo** ( 1850-1908) n'âhó hări urwîmo hagáti ya wé na mwênewâbo **Twărereye** avugwá kó yōbá arí we yarí samuragwa w'íngoma. Mwêzi amáze gukúra yakómeje akîngira imbíbe z'Úburŭndi. Ico gihe rēró Uburŭndi bwărānzwe n'íbīntu vyīnshi : hăratêye intāmbara y'Âbêzi (abămūka kurí Mwêzi) n'Ábatáre (abămūka kurí **Ndîvyāriye**) yamáze igihe kitarí gitó; hărādutse akarānda (uruzûba, inzara, ingwâra z'înká...) mberé kū ngoma yîwé ni hó Abadăgi băshwāye Uburŭndi barahângana na MWÊZI Gisābo ahó yahávūye yêmera amasēzerano na bó.

f) Mū ntângo z'íkīnjana cā XX: Iyímikwa ryā **MUTÂGA Mbīkije** yagânje imyâka indwi gusa (1908-1915), yahágarikiwe mu butó bwîwé n'úmwămikazi **Ririkumutíma** na bênewâbo **Nduwŭmwe** na **Ntārugéra** ahava asubirirwa na **MWĀMBUTSA Bāngiricênge** (1915).

(BOYAYO A. et BUTARE Th., 1970; MWOROHA E., 1987; VANSINA J., 1972 ;...)

Ivyo bihe rēró dutânzé ni vyó twābōnye bikúrubíkuru vyărānze ingoma y'Úburŭndi (1400 - 1920) twîsūnze akăhise kâvyo. **Imbíbe** Uburŭndi bufisé ubu turabóna kó tuzikēsha ingoma y'Úburŭndi vyūmvîkana kó akăhise gategûra kazôzá.Turabóna kăndi kó urwîmo n'íbīza birího ubu n'ăho hāmbere vyăshika.

## IKIGABÁNE CĀ KÁNE : URUHÁRA RW'ÁMAZÍNA Y'ÚRUHÁRO MU KUMENYĒSHA AKĂHISE K'ÚBURŬNDI

Akăhise k'Úburŭndi kūbakiye ku masôko mĕnshi hárimwó n'ámazína y'úruháro atumá túmenya ahāntu, ibīntu, abāntu băgize icó batēréreye mu kwûbaka Uburŭndi. Aha rēró twōvuga kó amazína y'úruháro arí mu bitúma tumenya akăhise k'Úburŭndi n'ímicó y'Ábarŭndi. Aratwêreka kăndi ivyîyumvīro, imibĕrehó yâbo ndetsé n'úkūntu bări bâzi kwîhwēza nêzá ibibákīkije. Nk'ûkó MICOMIBI A.[72] abivugá, izína mu Burŭndi ni ubúryo bwó gahânahāna ivyîyumvīro.

### IV.1. Ikibănza c'ámazína y'úruháro mu kăhise n'imicó y'ábarŭndi

Amazína y'úruháro na cānecâne ay'ábāntu n'ây'ímihîngo arafīse ikibănza kiníni cāne mu kăhise n'ímicó y'ábarŭndi. Bărayamáze bati : « Hapfa umūntu ntihapfá izína » ; n'îyó umūntu yītávye Imâna ntibibuzá kó izína ryîwé rigumá rítwībutsa icó yamáze mu buzima bwîwé. Aha twōvuga nk'ábămi băgānje Uburŭndi, abanyámabānga,.... Amazína yâbo ni yó atumenyêsha icó bămariye Uburŭndi. RODEGEM F. M.[73](1965) aratúbwīra ingéne nk'ábarŭndi b'ăho hāmbere bŭbaha izína ryā mūntu : « Rimwé na rímwe umwâna yaráhābwa izína ryā sĕkuru cānké sĕkuruza yâpfûye kĕra . Aha rēró ngo umuzímu wa sĕkuruza waráheza ugahá amahóro uwo mwâna. » Ku rupápuro rwā 57 aratúbwīra kó mu micó y'ábarŭndi căzira kuvúga izína ry'úmuhísi ngo wōsīmbura abîwé bákirihó cānké ngo umuzímu wîwé wōbakúrikirana.

Amazína y'úruháro rēró arafīse uruhára runíni mu kumenyēsha akăhise :

* Nkó mu bikórwa vy'ímicó kāmá, harihó amazína amenyêsha akăhise na cānecâne ingoma y'Úburŭndi:

**1° Kuvúza ingoma**:

-Abatīmbo: Bări abāntu bări báfise ibānga ryó kuvúza ingoma. Bătōrwa mu Bashûbi bakaba bări bájējwe gukana ingoma nó kuzívuza ku kirĭmba c'úmwămi ku mŭsi w'úmuganuro (BAHENDUZI M. 1991: 81-82).

---

[72] « Le nom est un moyen de communication dans la société burundaise, parce qu'il est un des moyens d'étudier une langue, d'en chercher la structure, de présenter les motivations qui le caractérisent ».
MICOMIBI A., Essai sur la signification des noms propres, perspectives axées sur le Burundi, p2.

[73] « Parfois, on donne à un enfant le nom de son aïeul décédé depuis longtemps. Il revit ainsi dans son petit enfant et laissera en paix celui qui porte son nom. »
RODEGEM F.M., op.cit., p56

-Higiro: Ni icǐbare c'íngoma kirí mū ntârá ya Gítega kikaba kíramutswa ingoma Inakigabiro, NTÁRE Rugămba rēró yaráhatêye ibigabiro igihe umugarariji NTIBIRĀNGWÁ ahatsǐndiwe mbére iryo zína «Higiro» ngo ni hó ryăvūye (BAHENDUZI M., 1991: 83; MWOROHA E., 1987: 111).

Ayăndi mazína ajānyé n'íngoma: Jurwe, Gishōra (ivyǐbare vy'íngoma), Karyēnda (ingoma y'ígiterékērwa c'Úburŭndi, ingoma y'úbwămi itǐgera ivúzwa na rímwe), Rukīnzo (ingoma y'íkimazi y'úmwămi yamúgēndanira iyó aroyé höse, yavúzwa mu gitôndo nó ku mugórōba), ...

**2° Gucá imănza**

Mu micó kāmá y'ábarŭndi intăhe yarí ikoméye cāne.Yarámutswa abagabo, na bó bagatûngāniriza abāntu. Iyó harí ingŏrane, abāntu bǐrukira abagabo ngo babatŭngānirize.

Harihó amazína atubwǐra ivy'íntăhe mu Burŭndi:

-Samăndari (rāba mu miganí ku rupapuro rwā 41)

-Ngoma ya Sácĕga (rāba mu miganí ku rupapuro rwā 41)

**3° Gusēnga Kirānga**

Abarŭndi bagira bati: «Uburŭndi butūnzwe n'Îmâna aríko buramutswa umwămi n'ábagabo». Ivy'úgusēnga Kirānga vyărūbahwa cāne n'ábarŭndi böse nk'ūkó twābivúze. Abarŭndi rēró bărabāndwa cāne, bakītūra Kirānga murí uwo mugírwa.

Harihó amazína atubwǐra ivy'úkubāndwa mu Burŭndi:

Kirānga, Mukâ Kirānga, Rubâmbo (rāba murí kazīndūzi nyēzína), Tára, Ngāra, Muzazi (ivyǐbare vyā Mukâ Kirānga), Mu Vyêrwá vyā Ngōzi,....

**IV. 2. Amayăgwa**

Harí amayăgwa mĕnshi avugá ivyĕrekeye ingoma y'Úburŭndi. Aha twōvuga nk'ímyǐbutsa, imigání, ibitito, indírīmbo, inānga,... zitwĕreka nêzá abăgize icó batērēreye mu kwŭbaka Uburŭndi. Ayó mayăgwa rēró arakenéye umwîhwēzo kukó birakenewe kó tumenyá icătumye báca umugáni kānāká , umwǐbutsa, .... ; nakare ngo « umugáni ugana akarího» kăndi ngo « umugáni ntûvá ku gíti uva ku mūntu ».

a) **Imyǐbutsa**

VANSINA J.[74] agira ati : « Umwǐbutsa ntiwāmá uvúga ivy'ákǎhise. Nîyó urorá ku kīntu c'ákǎhise, ni ngōmbwá usigûrwe. »

Aha aradúha akarorero k'úmwǐbutsa : « Biracîtse nk'îvyo í Nkǒndo ».

Atubwīra kó uwó mwǐbutsa usigûrwa ugutândukānye n'âbó yagízekó amatōhōza :

- Ngabiye avuga kó arí Macōnco yatsîndiwe i Nkǒndo;
- Masasu na wé avuga kó arí Nasāngo na Bítǒngore ;
- Ibǐndi na vyó bivugá kó arí Twǎrereye yahátsǐndiwe.

VANSINA J. (1972) aratúbwīra kó bigōye gutégēra ukugéne imigáni yavûtse kǎndi kó arí amayǎgwa akūnzé gukórēshwa. Aradúha uturorero tw'ímyǐbutsa ku rupapuro rwā 170-175:

1° Gira Ntáre na Ruhīnda igihúgu ntikiramútswa abǎmi babiri: aha bǎgōmba kuvúga kó hatǐma abǎmi babiri (NTÁRE Rushatsi yarí umwǎmi w'Úburǔndi, Ruhīnda na wé yarí umugarariji yashâka kwîgira Ntáre);

2° Umwǎmi ntátērá uwǔndi: ibi ngo NTÁRE yabíbwīye Kirānga kukó NTÁRE Rushatsi yarí umwǎmi w'Úburǔndi, Kirānga na wé yarí umuhǔngu w'úmwǎmi; aha rēró ngo yamúbwîra kó atōmutēra kukó arí nk'úmwǎmi.

| | |
|---|---|
| 3° NTÁRE na Mbíbe ni umwé<br>Ntā NTÁRE na Mbíbe; | Aha umwānditsi avuga kó bǎvuze kó Mbíbe yabâye umwǎmi imbere ya NTÁRE, rēró biragōye kubátāndukānya. |
| 4° Urîbēsha nka Bihīnda, we yǐbēshe<br>ibānga ku Murwa w'úmwǎmi ;<br>Urabêsha nka Bihīnda | Aha umwānditsi atubwīra kó umutânganкúru yavuzé ko Bihīnda yabêshe agîye i bwǎmi arí ho bǎkūye uwo mwǐbutsa |

[74] « Le proverbe, dicton ou mot ailé n'est nécessairement un repositoire d'histoire. Même quand il fait allusion à un fait historique, il faut l'expliquer. »
VANSINA J., La légende du passé, p169

5° Umwămi ntāgwá mw'īsăngānya: uwó mugáni urorá kurí MWĀMBUTSA wā mbere (aha băteze MWĀMBUTSA wā mbere agîye kwôga mu kôgabămi, na hó bări bâshīnzeyó amacúmu aríko uwo mwămi ntiyashôtse ajayó, hăbānjeyó umukevyi wîwé máze aba arí we apfá);

Imyĭbutsa irorá ku kăhise ni myĭnshi kukó abarŭndi bărakûnda kubara ivyăbāye mu migáni, ayó mayăgwa rēró abarŭndi bărayashíkirizamwó ivyîyumvīro n'úbumenyi bwâbo. Murí iyo myĭbutsa kândi harimwó amazína atarí maké yērékana akăhise k'Úburŭndi.

**b) Imigáni**

Twāvúze kó abarŭndi bări bâzi kuyāga. Akăhise rēró turakûmvira nó mu migáni itāndúkānye.

**1° Ngoma ya Sácĕga ( uwu avugwa mu migáni aríko ntāwuvúga igihe yabêreyehó )**

Hăbāye umūntu akītwa Ngoma ya Sácĕga, yagîye i bwămi kurârīra inká, umwămi amubwīra ngo ni ugēndé undŏnderere agáti kumíyekó amababi, vyôngeye undŏnderere inká mūntu icá ku bāntu baríko bararima bagahágarara, undŏnderere n'ínkoni itagirá intége n'înshîshi y'úrupfú, n'úmugózi uhāmbîra amâzi n'úmugwa ukūká amâzi. Arahéza Ngoma ya Sácĕga aragēnda arabwîye ab'íwābo ati jehó Ngoma ya Sácĕga ndagōwe (...).

Uyo mugáni uratwêreka ingéne ngoma ya Sácĕga yarênganijwe n'úmwămi mu kumútuma ivyó atarí burōnké.

**2° Samăndari ajá gusaba imbóga i bwămi (uwu avugwa mu migáni aríko ntāwuvúga kó yabâyehó)**

Samăndarí yagîye i bwămi gusaba utubóga, umwămi aramúha utunyabutōngo n'ágakóno aca amwēreka n'âhó azitĕka. Ng'ūyó Samăndarí arazíkubise inkóno irûzura, umwămi na wé arí aho abóna. Azigema ku zîko aracânīra, abônye inkóno ikûkiwe asaba umwămi kó yōmurăbira kukó yarí akúbitiye ahāntu. Aho rēró Samăndari yacîye amúdēndereza kó yamurĭriye imbogá kukó zări zâhōtse. Umwămi amunega inká icúmi ngo ahoré kumúbēshera arânka ahava amuha ububândé butānu bwŏse bwūzúye inká. Aho rēró Samăndari yarí afíse intūmbēro yó kubêshera umwămi kugíra ngo amwĕreke

kó ahorá adêndereza abāntu mu kubîca atábānjé kubarābira urubǎnza gútyo ntǎbe acîcira abāntu ubúsa atâ kábi bafisé.[75]

Uyo mugáni rēró uratwêreka amâmūko y'íntǎhe mu Burǔndi, ahó gutûngāniriza abāntu vyâvūye .

**3° Umugáni w'úmugarariji Rwērekanabirēnge (ni umugarariji yajé kū ngoma ya NTÁRE Rushatsi)**

Rwērekenabirēnge yǐgize umwǎmi atári wé. Aja inâma n'âbó bǎri báherêranye, na wé yarí umūntu w'úmurúshwa yagôwe. Aja mw'ībuye akāma arí umuhîmbirí. Yagênda akīkūrira imyūmbati, ibijūmbu ahó birí akaryá. Akabura ingéne arí buserúke. Abúze ingéne arí buserúke rēró, ni kwó kubwîra abó babāná baherêranye nk'âbó bǐtwa imihîmbirí ngo: « Murazōze bashâhu nǎtwe tuzé twīgírire Uburǔndi ». Barahéjeje rēró bamuhāmbirira mu kirago. Na wé yǒgeje utuguru twîwé twâbāye inyǎnge. Bagahéza rēró bakāma bábona ibirēnge. Bakaja rēró baramúyerērana bamucāna ngǎho ngo : « Ni mukomé amashí ng'ūyú umwǎmi arāje » ni wé rēró yǐtwa Rwērekanabirēnge, ni wé yajé kurwānya NTÁRE[76].

Uyo mugáni kumwé n'íyǐndi tutīríwe turadôndōra iratwēreka kó kū ngoma y'Úburǔndi hǎrihó abagarariji bǎgōmba gukûra abǎmi kū ngoma kugíra ngo batwǎre igihúgu, hari iyǐndi migáni nk'íya NTIBIRĀNGWÁ (Umugarariji yajé yîgira NTÁRE kū ngoma ya NTÁRE Rushatsi), Muzazi (umugarariji kū ngoma ya MWÊZI Gisābo)[77], ...

Imiganí ivugá akǎhise k'Úburǔndi ni myǐnshi cāne ntāwǒyidōndōra ngo ayimáre murí inó ngīngo y'íkigabáne; hari mberé iyivúga amâmūko y'úmwǎmi wā mbere NTÁRE Rushatsi ahó usāngá bátamuhá amâmūko asá : harí iyivugá kó NTÁRE wa mberé Rushatsi yavûye i Rwānda, iyindi kó yavûye i Buha, ...

**IV. 3. Ibikórēsho (ibīntu vyǎhīngurwa n'ábāntu)**

Abarǔndi bǎmye bâzi kwībēshahó. Harí rēró ibikórēsho vyǎbafasha mu buzima bwâbo bwā mîsi yǒse, ibi na vyó bǎravyǐhīngūrira bó nyéne. Bǎri bâzi kujîsha (ibiseke, inkōko, ibirago, ...), kubāza (ingoma,

---

[75] NTAHOKAJA J.B., Imiganí n'ibitito, U.B. Bujumbura, 1976.
[76] NDORICIMPA L. et GUILLET C., L'arbre-mémoire, traditions orales du Burundi, Karthala, Paris, 1984, p64.
[77] NDORICIMPA L. et GUILLET C., op cit, p64.

inkīnzo, ...), gukóma impǔzu z'íbití bǐyambarira. Turâzi kó umuganuro wari umǔnsi mukúru uhāmbâye mu Burǔndi. NTAHOKAJA J.B[78](1978) aratúbwīra ibikórēsho bǎkorēsha ku muganuro :

**1° Nyarurago** : Nyarurago ni indǎva níni irímwo nka zítatu cānké ziné zisomékeranye. Zijīshwa i Burǎmbi – Buremēra mū ntârá ya Rumōnge. Ku muganuro, Nyarurago zǎba nyǐnshi. I Buryēnda hǎri imwé y'úmwǎmi, iyǐndi ya Karyēnda, iyǐndi ya Kirānga, iyǐndi y'úmugabékazi n'íncoréke z'úmuganuro n'íyǐndi y'úgukīngiriza umwǐnjirwa w'i Buryēnda. Izǐndi zǎshīngurwamwó amakōmbe n'íbǐndi bikórēsho vy'úmuganuro nk'íngeyo zā Kirānga, Amasînzo Nyabarima, amacúmu n'úbuhiri.

**2° Rwâmo na Rwêro:** Izi ni ingabo cānké inkīnzo z'úmwǎmi. Rwâmo yajîshwa mū ntsǐnga, Rwêro yabâzwa mu gití c'úmurīnzi.

**3° Amakōmbe:** ni ibikórēsho vy'úmuganuro nk'íntútu zā Kirānga n'ámasēra yîwé, ingeyo zā Kirānga, amacúmu ané y'úbwǎmi, ubuhiri bw'îcûma, inkôta y'ámashámi atatu rimwé rirarámye rírāba hējuru, abiri aratēndeye nk'íngóbe, ntagirá urwûbati. Umutána w'úmwǎmi washîngura imyāmpi y'úmwǎmi wari ucîye amagárwe.

**4° Isînzo Nyabarima**

Isînzo Nyabarima ni yó itwârá ibǐndi vyûma kukó ishobóra kubítema. Ku mǔsi w'úmuganuro, ivyó vyûma vyǎtōndēshwa imberé y'úruhānga rwā Karyēnda n'ábagánwa bâyo.

**5° Ingeyo**

Ingeyo ni ivyǎmbarwa vy'úmwǎmi. Ingeyo z'úmuganuro zǎri zíkozwe mū nsâto z'ímparage zinyutsé cāne, zōróshe rwóse. Zǎri zihūnzé ubushěnza bwīzá burēbure, ubwěra n'úbwǐrabura. Umwāmbaro wó hēpfó wǐtwa ipfûndo, uwó hējuru wǐtwa umutamana. Ingeyo zā Kirānga zǎri impǔzu z'înzóbe. Ku mutwé Kirānga yǎmbara intútu ikozwé mu rusâto rw'ínkomo.

Ivyo bikórēsho vyöse vyǎhīngūrwa n'ábāntu. Vyūmvîkana kó abarǔndi bǎmye bâzi kwǐbēshahó. Bǎmye bâzi ubuhǐnga kukó mu bíti, mū nsâto, mu vyûma bimwêbimwé barahîngūramwó ibikórēsho ngirakamaro. Mu bíti bǎrabâzamwó ingoma: Karyēnda yabâjwe mu gíti c'úmurárma, Rukīnzo ibāzwa

[78] NTAHOKAJA J.B., op.cit., p130-131

mu gíti c'úmuvúgāngoma.[79] Izo rēró zări ingoma nkúru kū ngoma y'Úburŭndi. Aríko n'ŭbu ingoma zibāndānya zíkanwa.

Uburŭndi rēró cări igihúgu cīkwîye kăndi gitēyé igomwe, kirimwó abahĭnga bāzí kwîbēshahó, bāzí gutûngānya ubuzima bwâbo.

Murí kíno gicé cā mbere kirōngôra iyi kazīndūzi, twāvúze ibitári biké vyērékeye akăhise, imicó n'ámatêká y'Úburŭndi. Ntitwāsize inyuma inyúbako n'úruhára rw'ámazína y'úruháro (abāntu, ibīntu) mu kumenyēsha akăhise k' Úburŭndi. Ibi rēró ni vyó bidushikánye kw'ītūngānywa ry'ĭyi kazīndūzi.

[79] NTAHOKAJA J.B., op.cit., p129

## IKIGABÁNE CĀ GATĀNU: KAZĪNDŪZI Y'ÁMAZÍNA Y'ÚRUHÁRO YÓ MU BURŬNDI BWÓ KŪ NGOMA Y'ÁBĂMI

Nk'ûkó twābivúze mu buhìnga bw'ítōhōza, amazína y'úruháro agizé iyi kazīndūzi yatôrorokanijwe mu bitabu vy'ábăndi batōhōji hárimwó abăbitōhōje imbónankúboné. Ni có gitúma rēró izína ryöse usāngá rífise mu tuzítizo ubusumiro twărikūyemwó. Kubêra kó iyi atarí kazīndūzi y'úrurími aríko arí kazīndūzi ndôndōzi y'ákăhise, twăbānje kudôndōra iryo zína iryó arí ryo (umuryāngo, umusózi, icìbare, umwămi, umugánwa,...) n'ìvyo vyöse birivúgwakó tugaca twêrekana abatōhōji băgize icó barishikírijekó.

Iyi kazīndūzi rēró igizwe n'ámazína y'úruháro yērékeye ingoma y'Úburŭndi kuva mu kīnjana cā XV gushika mu ntângo y'íkīnjana cā XX (1920); aríko amazína agizé iyi kazīndūzi si amazína yöse, twăkoreye ku mazína amwâmwé (ayagáruka mu bitabu vyìnshi kăndi běneyó băgize icó batērereye mu kwŭbaka igihúgu) kū mvo y'úmwănya n'úburyó. Amazína y'úruháro yērékeye iyo ngoma ni měnshi cāne ntāwŏyatōrorokanya ngo ayamaré murí iki gikórwa.

Mw'ītûngānywa ry'ìyi kazīndūzi, amazína yöse twăyatōndetse dúkurikije inyugúti yā mbere mu rutŏnde rw'ínyugúti z'íkirŭndi. Ivyo rēró twăbigize kubêra kó atarí kazīndūzi y'úrurími, tutarōndera insígūro y'îzína gusa aríko twărōndera ivyo vyöse birivúgwakó (akăhise kâryo).

Izína ry'úruháro risānzwé rídōndōye murí kazīndūzi ryăza riragaruka hagáti mū ndôndōro y'írīndi, twăryāndika mū nyugúti nkúru. Ibifíse utunyényēri na vyó ni ivyó twăgiriye umwîhwēzo.

Ingīngo y'ìyi kazīndūzi itūngānijwe uku gukurikira:

Izína: (1) Icó arí co: - umusózi;
- umwămi;
- umugánwa;
- urûzi;
- ingoma;
- ingabé; ...

(2) Akăhise kâco;
(3) Amatêká, imicó n'ákarānga;
(4) Amayăgwa bijānyé;
(5) Amasôko.

**Abagára** [àβàgárà]:

Ni umuryāngo wó mu bwôko bw'ÁBAHIMÁ warí ujêjwe ibānga ryo gupfúmurira umuganuro, abo bapfúmu b'úmuganuro băragáragura amara y'ínkóko n'íbimása bárāba kó Imâna yēréye Uburŭndi.

Abó murí uwo muryāngo ni bó băgena igihe umuganuro uzôbêrakó, ni na bó băbūra uwuzôsúbirira umwămi kū ngoma.

(BAHENDUZI M., 1991: 122, MWOROHA E., 1987: 216)

**Abahânza** [àβàháànʤà]:

Ni umuryāngo mwîza wó mu bwôko bw'ÁBAHÚTU, ni umwé mu yatôrwamwó abărāba isuku ry'íkirĭmba, băratânga abahĭgi n'íncoréke zó ku kirĭmba (RODEGEM F.M., 1967: 89).

Umwămi wā mbere NTÁRE Rushatsi ngo yōba yămūka murí uwo muryāngo; umuryāngo w'Ábahânza waráshikana imibĭndi y'ûbûki ku kirĭmba kuva kĕra gusūmba abăndi kukó bări abêgetsi. Ibi bivugwa n'úmutângánkúru Būnguza yavyîganiye (BAHENDUZI M.1991:107) :

«Twēbwé Abahânza Bahīza, igihe umwămi wā mbere yĭmikwa mw'īshămba twări kumwé, ni bā sŏkuru băbīnyigāniye. Bătubwīye kó ikiguri c'înzúki căhwīkiriye umwămi NTÁRE Rushatsi igihe yabá mw'īshāmba. Abahânza Bahīza rēró băbana na NTÁRE Rushatsi bărakîngiye umwămi mu gufáta izo nzúki. Bákorēsheje ibití bakūyé murí iryo shāmba bărajîshe igitíba gitôyi băshizemwó izo nzúki bāfashé. Ubûki bw'īzo nzúki ní bwo bwăfashije NTÁRE kubahó mu gihe yarí murí iryo shāmba. Kubêra ivyo umwămi yacîye agómwa Abahânza Bahīza abaha ububăsha bwó kubá abôrōzi b'înzúki kugíra bazé baramushikanira ubûki. N'ūko rēró umuryāngo w'Ábahânza watânguye uwo mwūga».

(NSANZE A., 2001: 175-176); WEINSTEIN W., 197O: 63; RODEGEM F.M., 1967: 89).

**Abahíma** [àβàhímà]:

Ni ubwôko bw'ábarŭndi bugizwé n'ímiryāngo irēngá 30.

Abahíma ngo bărakêbana n'ÁBATŪTSI b'Ábanyaruguru; ngo cărazíra mberé kó umwămi cânké umugánwa yabîra umugoré w'Úmuhímakazi;

(BAHENDUZI M., 1991: 121; RODEGEM F.M., 1970)

**Abahîrwá [àɓàhíìrgwá]:**

Ni umuryāngo w'ÁBAHIMÁ; uwo muryāngo ni wó watânga incŭngu ku mŭsi w'úkwîmika umwămi. Iyo ncŭngu yatângwa ku mūzo w'úmwămi mushăsha.Yatégerezwa kubá arí umugabo mwîzá, băramwîmbira ikinógo gikwīrânye n'ímbagá zîwé akaba arí ho inká zijá gushōkera; băranyôteza inká z'í bwămi máze zigahita zirahonyora uwo mūntu ahó aryāmyé mu kinógo gushika amaráso yîwé atukúze uwo mwônga. Kĕnshi băramubóreza kugíra ngo ntăje kubábara cāne. Uwā nyuma yatânzwekó incŭngu yītwa Ntamōbwá mu kwîmika MWĀMBUTSA Bāngiricênge.
(RODEGEM F.M., 1965: 90, MWOROHA E., 1987, SIMONS E., 1944)

**Abahútu [àɓàhútù]:**

Ni bumwé mu bwôko bw'ábarŭndi.

Kū ngoma y'Úburŭndi, Abahútu ní bo bări báfise amabānga y'íngoma (abaganúza, abîru, abapfúmu, abapfānabānga); ayo na yó akaba arí amabānga yarí ahâmbāye cāne.
(NSANZE A., 2001: 5-184)

* Ivyo rēró bikatwēreka kó ukó abatōhōji VAN D.B. (1903) na MEYER H. (1984) bavugá kó Abahútu bări bácinyijwe n'ÁBATŪTSI; bări abasavyi, abarimyi, abasuku b'ÁBATŪTSI atarí vyo kukó ntibăgira kubá babí nó gushīngwa amabānga akoméye kū ngoma y'Úburŭndi, si bó kăndi bărima bônyené kukó Abatūtsi bó mū ntârá zöse bări bátūnzwe n'úkurima hamwé n'ûkwôrōra. Imiryāngo kăndi itarí miké y'Ábahútu yarôrōra inká.

**Abajîji [àɓàʒíìʒì]:**

Ni umuryāngo w'ábāntu bāmûka i Bujîji (rāba ikáratá y'8); ni bamwé mu bătōrwamwó abapfúmu b'úmwămi n'ábăcūnga ingānzo z'ábămi.
ABAJÎJI ngo bōba arí bo băbāye ivyâboná vyā mbere vy'úmūzo w'íngoma y'ÚBURŬNDI. Ivyo bikabonekera mu mayăgwa avugá kó umwămi wā mbere NTÁRE Rushatsi yōbá yákuriye i NKÓMA (igihúgu c'ÁBAJÎJI) kăndi aho ngo ni hó hăshīngiwe ubwā mbere ingoma y'Úburŭndi. Abajîji b'î NKOMA n'í KIRWA bări báfise itêká ryó gutūnga nó kuvuza ingoma.

- (rāba NTÁRE Rushātsi)
- (rāba Nkóma)

(BAHENDUZI M., 1991: 47; NTAHOMBAYE P., 1965: 90)

**Abanyákaráma [àβàɲákàrámà]:**

Ni umuryāngo wāmūka kurí Karáma (Sĕkuruza wâbo).

Uwo muryāngo ni wó abămi bătōramwó abageni, băbatōra mu Batūtsikazi b'Ábanyákaráma bĭtwa « Abanyákaráma mfyûfyú »

(RODEGEM F. M., 1965: 91)

**Abanyănge [àβàɲàángɛ̀]:**

Ni izína ry'íbānga ryăhābwa abări bájējwe ifubwa ry'ábagabékazi nó gucūnga ingānzo zâbo.

Băba i Mpotsa mu bumanuko bw'ívyĭbare vy'ábămi i Murāmvya (murí Komĭne Rusaká). Umunyănge ngo ntiyĭgera ajá ku kirĭmba kukó bĭbaza kó yōhava atúma umugabékazi apfá agahava aséma n'âbó mu miryāngo y'ábămi. Abanyănge bări báfise ingoma Bishikizo n'Ínkiranya zăsohoka gaké iyó bikenéwe. Cărazíra kó Abanyănge băbîra umuhutúkazi. Hágize uwubírêngakó yacá acîbwa mu muryāngo.

(GAHAMA A., 1979: 10- 25-39)

**Abanyuka [àβàɲùkà]:**

Ni umwé mu miryāngo yarí ijêjwe gutérekēra isáto.

Iyó umūntu yahūgâniwe, uwugwâye imisózi, ibinyóro,... yĭrukira Abanyuka băterekēra Bigŏnzi. Aba rēró bări báfise ibānga ryó kuvūra ubukăngwe. N'ábavúzi b'íngoma băba i BĀNGA bĭtwa Abanyuka.

(RODEGEM F.M., 1971: 21- 211-212; RODEGEM F.M., 1965: 91; BAHENDUZI M., 1991: 82)

**Abashûbi [àβà ʃúùβì]:**

Ni umuryāngo w'ábămūka i Bushûbi, igihúgu kirí mu burârūko bushīrá ubuseruko bw'Úburŭndi (rāba ikáratá y'10).

MUKÂ KIRĀNGA yatôrwa mu bĭgeme bó murí uwo muryāngo. Ni na wó watôrwamwó umwămikazi wa KARYĒNDA (MUKÂ-KARYĒNDA). Abo babiri (Mukâ-Karyēnda na Múka-Kirānga) bări báfise igikórwa gihāmbâye ku muganuro.

(RODEGEM F. M., 1965: 94, SIMONS E., 1944: 40)

**Abatimbo [àβàtîìmbò]:**

Ni izína ry'íbānga ryăhābwa abăvuza ingoma. Bătōrwa mu Bashûbi bakaba bări bájējwe kuvúza ingoma ku kirĭmba c'úmwămi ku mūsi w'úmuganuro (BAHENDUZI M., 1991: 81-82). Rivūye mu rivúga « gutīmba » ni ukuvúga kuvúza ingoma mberé ingoma y'Úbugândá yĭtwa « Tīmba » (MWOROHA E., 1977).

**Abatūtsi [àβàtùùtsì]:**

Ni bumwé mu bwôko bw'Ábarŭndi abānditse ku Burŭndi bavugá kó bări bátūnzwe n'ûbwôrōzi. Aba bări kubiri: hări Abatūtsi b'Ábanyaruguru n'Ábatūtsi Bahíma. Kĕra bărazíririza cāne, Umutūtsi w'úmunyaruguru ntiyōsavye umugeni mu Bahíma, n'înká yâbo hari imiryāngo ităyitūnga;
Kū ngoma y'ÚBURŬNDI, Abatūtsi b'Ábanyaruguru ni bó bătōrwamwó abămikazi, abagabékazi, abakámyi, incoréke .... Ngo bărōrōra cāne inká.
(NSANZE A., 2001: 5 -106, RODEGEM F.M., 1965: 75, NTAHOKAJA J.B., 1978: 10).

*Túrāvye ubwôko bw'Ábatūtsi ukó buvugwá na MEYER M. (1984) na VAN D.B (1903) birimwó agaháze kukó bó bavuga kó Abatūtsi băgānza ABAHÚTU, bări abatûnzi, bări abashitsi, bări abôrōzi b'înká. Aríko ntibŏrōra inká bŏse kândi ntibŏrōra gusa nó kurima băraríma. Ntibōgānje kăndi ABAHUTÚ kukó Abahútu ni bó bări bájējwe amabānga akoméye kū ngoma y'Úburŭndi.

**Abatwá [àβàtwá]:**

Ni bumwé mu bwôko bw'Ábarŭndi aho hāmbere bări bábēshejwehó n'úguhîga kăndi bări abahĭnga mu kubûmba inkóno.
Mū ntârá băgerēramwó, băba abahĭgi b'ábagánwa, ni bó băzana ibigáburira imbwá zâbo. Mu migirwá y'íngoma y'Úburŭndi, ni bó bărōngōra uruhĭgi rw'úmuganuro.
*Biragaragara rēró kó abatwá n'ûbwó bĭnūbwa bări báfitiye akamaro igihúgu.
(NSANZE A., 2001: 5-106-137; BAHENDUZI M., 1991: 122; RODEGEM F.M., 1965: 75)

**Abavúmu [àβàvúmú]:**

Ni umwé mu miryāngo ihāmbâye y'ÁBAHUTÚ. Warí mu miryāngo yashíkanira umwămi imibĭndi y'ûbûki. Abavúmu rēró kumwé n'Ábarima, Abayēngero n'ÁBAHÂNZA yarí imiryāngo yarí mu vyĭbare vyăsabwa gushikana imibĭndi y'ûbûki. Abavúmu bări bĕnshi ni na bó băgerēra mu cĭbare kiníni cāne gusūmba iyĭndi miryāngo.
(NDORICIMPA L. et GUILLET C., 1984: 83-180)
(WEINSTEIN W., 1976: 67) avuga kó umuryāngo w'Ábavúmu wĭshikira rwŏse ku mwămi gusūmvya iyĭndi miryāngo.

**Abîru** [àƁíìrù]:

Ni umuryāngo w'Ábahutú warí ujêjwe ifubwa ry'ábǎmi nó gucūnga ingānzo zâbo; umwîru Sêkěre (1773) yarí umwé mu barīnzi b'íngānzo, yarí ajêjwe ingānzo ya MÚTĀGA Sênyamwīzá, Barajênguye (1910) nawé yarí ajêjwe iya MWÊZI Gisābo.

Aba rēró bǎba kū NKÎKO-MUGǍMBA (mu burârūko bushīrá uburêngero bw'ígihúgu), ku rubíbe rw'ÚBURŬNDI n'ÚRWANDA.

Bǎguma mū ntârá yâbo, ntibīgera bábonana na rimwé n'úmwǎmi akíri muzima. Bǎja ku kirǐmba mu gihe c'íkigāndāro c'úmwǎmi gusa. Bǎrabahá inká, ibiseke vy'ámasáka n'úbufu kugíra barerúre ikizíga c'úmwǎmi, bǎrashóbora kwânka kumúrerura iyó bābahǎye bikêyí gushika bávyōngereje bigakwîra ivyo bīpfûza.

(RODEGEM F.M., 1965: 94; MWOROHA E., 1977: 152; SIMONS E., 1944: 223; MWOROHA E., 1987: 131).

**Bānga** [Ɓààngà]:

Ni icǐbare c'íngoma kirí mū bumanuko bw'întârá ya Kayānza murí Komǐne Matōngo (rāba ikaratá ya káne mū nyóngerá).

Murí ico cǐbare c'íngoma hǎri yó ingoma yǐtwa Nyabúhoro (rāba mu nyongerá ishusho y'10). Murí ico cǐbare ngo hǎba ABANYUKA bó kwā Kinyuka. Cǎri icǐbare cūbáshwe mberé hǎri hátēyeyó n'íkigabiro (rāba mu mashusho iya 3 níya 4).

(NDORICIMPA L.et GUILLET C., 1984: 28-96-104-248; RODEGEM F.M., 1971: 243)

**Bāngura** [Ɓààngùrà] **(±1890 - ±1910):**

Ni umugánwa w'ûmwêzi, umuhǔngu wa MWÊZI Gisābo n'úmwǎmikazi RIRIKUMUTÍMA. Ni mwěnewâbo na MÚTĀGA Mbīkije (1908-1915), ni wé yahávūye amwîca kubêra ukutûmvikana kwǎkomōtse kurí Bāngura ngo yōbá yáryāmanye n'úmwǎmikazi wa MÚTĀGA Mbīkije yǐtwa NGEZAHǍYO nyina wa MWĀMBUTSA Bāngiricênge.

(NDORICIMPA L. et GUILLET C., 1984: 64; NSANZE A., 1980: 57, MWOROHA E., 1987: 224)

**Barahemana** [Ɓàràhɛ̀mànà] **(±1910- ±1930)**: Ni uwā nyuma yarângūye ibānga ryā Juru ry 'í Kagōngo.

- (rāba Juru ry 'í Kagōngo)

**Barănyanka P [ɓàràápànkà] (±1890- ±1973):**

Ni umugánwa yāmûka kurí NTÁRE Rugămba, ni mwĕne Sêruvâga mwĕne Mudári mwĕne Birori mwĕne NTÁRE Rugămba (rāba igití ndôndamvyâro kigirá 7).

Kuva Abadăgi báshīnze icīcaro câbo i Gitéga mu 1912, Barănyanka yarágīye mw'īshŭre ryŭgururiwe abahŭngu bamwêbamwé b'Ábatáre. Mū nyuma yahávuye arûngikwa gutwâra intârá yó kū Nkîko y'Úmugămba mu Burârūko (amajá mu Kayānza), ukwo kwări nk'úguhâbwa ipéte n'úmugánwa mukúru. Yarágeraje guhûza (gusubiza hamwé) intârá zări zâraréměrewe (zărigaruriwe) na KIRIMA.

Mu 1921, yarágenwe mū nâma y'úburezi kumwé na NDÚWŬMWE na Karabôna. Ntiyīgeze agûmūka nk'ábăndi bagánwa b'Ábatáre kū ngoma y'úmwămi MWÊZI Gisābo.

Intârá yîwé yarí mu burêngero bwā Ngōzi yagúmye yâguka; nkó mu 1927 igihe bashizéhó imisózi ya Ndora. Itárikí ya 23/1934 hărādutse imigūmūko mu burêngero bw'īyo ntârá ya Bárăyanka yarí itêwe n'úmupfúmu yĭtwa INÁMUJÂNDI ; mu 1951 yaráshikirije ijāmbo i GITÉGA ahó yavúzekó umwămi wā mbere yĭtwa Sêmutūtsi ; ukwo kwări ukugíra abēshúze bimwé mu vyăvugwa kó NTÁRE Rushatsi yari úmuhútu wó mu BAHÂNZA.

(GHISLAIN J.1970: 13-15; NDORICIMPA L.et GUILLET C.1984: 53-54; VANSINA J.1972: 224)

*Ivy'ûkó Nduwŭmwe yavúze kó umwămi wā mbere yĭtwa Sêmutūtsi; kugíra abēshúze bimwé mu vyăvugwa kó NTÁRE Rushatsi yarí umuhútu wó mu BAHÂNZA twōvuga kó atarí vyo kukó abămi b'í Burŭndi bări Abahútu, gusa băbīra abămikazi b'Ábatūtsikazi.

**Bihiribígŏnzi [ɓìhìrìɓìgòóndʒi]:**

Ni izína ry'îsáto y'ígiterékērwa c'í bwămi.

Yarí isáto yŭbahwa cāne n'ábămi. Iyo sáto yĭtwa kăndi Bigŏnzi cānké Bigorovyímirīzo nk'ûkó Bakaréke uwānyuma yĭmitse umwămi yavyîgāniye MWOROHA (1977: 162). Iyo sáto yarí ifíse ingóro yâyo mu cĭbare c'í KAGŌNGO. Yarâbwa na Juru ry'í Kagōngo (Mukâsáto, Mukâ Bigŏnzi) niwé yarí umwămikazi wâyo.

- (rāba Juru ry'í Kagōngo)

(NDORICIMPA L. et GUILLET C., 1984: 179; BAHENDUZI M., 1991 : 150; NSANZE A., 2001: 16; CHRETEN J.P., 1993: 18)

**Birori [ɓìròrì] (±1800 - ±1860):**

Ni umugánwa, umuhǔngu wa NTÁRE Rugǎmba n'úmwǎmikazi Nziramibāngo.

Uwu rēró, mū ntângo y'íkīnjana cā 19, igihe umwǎmi NTÁRE Rugǎmba yǎgura igihúgu, Birori ni wé yahâwe intârá y'ÚBUTŪTSI. Aríko ABATŪTSI bǎri běnshi murí iyo ntârá bǎrānse kumwêmera. BIRORI rēro yatégeka UBUTŪTSI bwā sé n'Úburagáne.Yarárazwe kǎndi amatōngo amwâmwé hǎmfi ya Gítega. Uwo mugánwa yarágize uruhára rudasānzwé mu kīnjana cā 19 (mū ntângo y'íngoma ya Mwêzi) mu vy'întwâro n'ígisoda .Yatwâra ubumanuko bushīrá uburêngero bw'ígihúgu. Yarí afíse abahǔngu Mudári, Sêbavyêyi na Bitemanyi bǎgumye bátwāra intârá z'Úbutūtsi, Uburagáne n'Ímbo bahava bazākwa na Sêbudāndi umuhǔngu wa MWÊZI Gisābo.

(VANSINA J., 1972: 185; MWOROHA E., 1987: 156-233; NSANZE A., 2001: 101)

**Bukêye [ɓùkéèjè]:**

Ni umwé mu mirwa mikúru yahîmbārizwamwó umuganuro. Uwo murwa uri mū ntâra ya Murāmvya; Mu Bukêye rēró ni hó hǎhīmbārijwe umuganuro wā nyuma mu 1929. Ivyěrekeye guhítamwó icǐbare cǎhīmbārizwamwó umuganuro ntibîzwí nêzá, vyǎvāna n'úmwǎmikazi yahába cǎnké n'ábapfúmu b'úmuganuro. NTÁRE rēró yakûnda mu Bukêye, MWĀMBUTSA Bāngiricênge yakûnda mu Bukêye n'í MURĀMVYA yajá i MBUYE gaké agîye gutêmbēra.

(BAHENDUZI 1991: 129; NDORICIMPA et GUILLET 1984:164 )

**Burūnga [ɓùrùngà]:**

Ni izína ry'ícǐbare c'úmuganuro (rāba ikáratá yā 1 n'îy'7). Ico cǐbare ni kimwé mu vyǎrāngwamwó abatīmbo. Ibǐndi ni Kidásha, Musâvé, Higiro, Gishōra, Mugera, Bānga,...

Cǎrābwa n'úmutāmakazi « Muhǐmbare » (GUILLET C.et NDAYISHINGUJE P., 1987: 243) mū mpéra z'íkīnjana cā 19 nó mū ntângo y'ícā 20.

Uburūnga rēró ni urugó rw'ÁBATĪMBO rwǎri kū nkōmbe z 'úbubǎmfu bwā Rúvyirônza.

(GUILLET C. et NDAYISHINGUJE P., 1987: 243; MWOROHA E., 1987: 214)

**Fūmbíje [fùùmbíʒè] (±1820-1840):**

Ni umutwǎre w'úmugarariji yabónetse mu gicé cā mbere c'íkīnjana cā 19 kū ngoma ya NTÁRE Rugǎmba.

Yatwâra Ubwêru hamwé n'ígicé c'Úbugesera inyuma yâhó Nsoro Nyabarega anyikíye. Yarágararije umwǎmi NTÁRE Rugǎmba; umwǎmi aramútumakó ku kirǐmba arânka kwîtaba gushika mberé ahó

yīcá abătumwe n'úmwămi. Harí rēró umugabo wó mu Kumosó yatúmwe n'úmwămi kwā FŪMBIJE aca amuha umurĭnga, awâmbaye ku kubóko guca gutāngura kuvyîmba, gúkecagurika ahava arapfá. (MWOROHA E., 1987: 154-155; GUILLET C.et NDAYISHINGUJE P., 1987:30-185; VANSINA J., 1972: 25-26).

**Gikônge** [gìkóòngè̩]:

Ni icĭbare c'úmuganúza w'î NKÓMA kirí mū ntârá ya Murāmvya, murí Komĭne Bukêye mūsí y'úmusózi wa Sâgá (rāba ikáratá ya 1 n'íya 5).

Murí ico cĭbare ni hó ingoma y'úbwămi KARYĒNDA yabá. Gikônge hamwé na Gitovu ni ivyĭbare abaganúza bărīndiriramwó umuganuro igihe wabá uhîmbārizwa mu BUKÊYE, Humuré na KIGĂNDA. Iyó abaganúza bagīyé ku kirĭmba, umwămi yabâkīra nk'ábămi, iyakīrwa ryâbo ryătegūrirwa i Gikônge.

(NDORICIMPA L.et GUILLET C., 1984: 164; MWOROHA E., 1977: 153)

**Gishōra** [gìʃòòrà] :

Ni icĭbare c'íngoma kirí mū ntârá ya Gítega murí komĭne ya Giheta (rāba ikáratá igirá 10).

Murí ico cĭbare, harí yo ingoma z'íbimazi Ruciteme na Múrimírwa; hări yó kăndi n'íngabé Gatsīndiye na Ntārubíbe. Murí ico cĭbare umwămi MWÊZI Gisābo yaráhahûngiye igihe Abadăgi bămuhīga. (NDORICIMPA L. et GUILLET C., 1984: 86)

**Higiro** [hìgìrò]:

Ni icĭbare c'íngoma kirí mū ntârá ya Gítega kikaba kíramutswa ingoma Inakigabiro (rāba ikáratá igirá 10 n'íshusho y'9).

NTÁRE Rushatsi rēró yaráhatêye ibigabiro igihe umugarariji NTIBIRĀNGWÁ ahatsĭndiwe mbére iryo zína «Higiro» ngo ni hó ryăvūye. Icĭbare có mwī Higiro cări gífise ingó zitatu: Higiro, Júrwe na Bukirasāzi. Urugó rw'í Bukirasāzi rwăhāwe RWĀSHA umuhŭngu umwé mu bahŭngu bā NTÁRE Rugămba; hā nyuma ruhava ruhābwa NTĀRUGÉRA umuhŭngu wa MWÊZI Gisābo. Júrwe cări icĭbare c'íngoma cĕgukira Abashāka. Kū ngoma y'úmwămi MWÊZI Gisābo, ico cĭbare cărāngwamwó ubutûnzi bwĭnshi (amasáka, ubúro, amateke), cărāngwamwó kăndi ingabékazi n'íngabé zătāngwa n'úmwămi. Murí ico cĭbare, hări ingoma yĭtwa «Inakigabiro» yarí yûbashwe, yaryāma ku rurīmbi hamwé n'íngēndanyi zâyo. Hări yó kăndi ingabé zĭtwa Macúmuyíntwārangabo na Ntibakimuhahaza. (BAHENDUZI M., 1991: 83; RODEGEM F.M., 1970: 160; NDORICIMPA L.et GUILLET C., 1984: 101-105-106-108; MWOROHA E., 1987: 111)

**Inabataramuka** [ìnàβàtàràmùkà]:

Ni izína ry'íbānga ryăhābwa uwarí ajêjwe gutáramura inkúba.

Yămūka mu muryāngo w'Ábavējuru akaba yári umuhezá w'îmvúra n'înkúba. Ni wé yarí ajêjwe kwîrukana inkúba. Igihe cöse irabíje yacá ayîrukana n'ígití c'ûmwâmirankúba agira ati: « Gobera, shōnga ». Uwā nyuma yarângūye ibānga ryā Inabataramuka yĭtwa Inakibûnda (± 1900 - ±1930).

(BAHENDUZI M., 1991: 151-152; RODEGEM F.M., 1971: 232)

**Inákibûnda** [ìnàkìβúùndà] **(±1910-1930):**

Ni uwā nyuma yarângūye ibānga ryā Inabataramuka, yarí Umuvējuru.

- (rāba Inabataramuka)

**Inámukómacôto** [ìnámùkómàtʃʰóòtò]:

Ni izína ry'íbānga. Rigizwe n'ámajāmbo abiri, «gukóma» «icôto» bisigûra gucâna umuriro. yarí umuhutúkazi wó mu Babāga (abó mu muryāngo w'Ábashûbi).

Uwu yarí ajêjwe kuzígama umuriro w'í bwămi nk'ûkó izína ryîwé ribivúga kukó wagúma wâka; uwo mucănwa băwucānirakó uwŭndi ukó umwâka utāshé bagaca báwuha abanyágihúgu ku muganuro. Ku muganuro rēró, uwo muriro wahâbwa abagánwa na bó bagaca báwuha abānyágihúgu; yarí ajêjwe kândi isuku ryó ku kirĭmba. Uwā nyuma yabâye Inámukómacôto yĭtwa Ntākiyîca yarôngowe na Ndáyiziga wó mu Bahútu b'Ábayēngero.

(GAHAMA J., 1983: 358; BAHENDUZI M., 1991: 151; MWOROHA E., 1977:162; RODEGEM F.M., 1971: 232; NTAHOMBAYE P., 1983: 12)

**Inankoni** [ìnànkònì]:

Ni umwé mu baganúza yarí afise inkoni, yaráshobora gukúbita umwămi mu gihe yānsé kuryá umutsíma w'ámasáka ku muganuro kukó wabá urúra.

Na wé nyéne yarí umwé mu banyamabānga bakoméye b'úmuganuro. Yabá i Kirwa akaba yári ahāfise imitŭmba myĭnshi nka Mikôré, Gatáre, Rukíga, Munyínya, Kējári, Remēra na Búkwāvu (rāba ikāratá ya 2). Umwămi yânse gufŭngura umutsíma, Inankoni yarámutêra ubwôba n'ínkoni yîwé. Uwā nyuma yarângūye ibānga ryā Inankoni yĭtwa Gapaya (±1900-1930).

(NDORICIMPA L.et GUILLET C., 1984: 153 ; MWOROHA E., 1977: 151; RODEGEM F.M., 1971: 239)

**Jabwe** [ʒàbgwɛ̀] **(±1600 - ±1700):**

Ngo yarí umuhǔngu wa Ntwêro yabá kū Ntūnda yagênzūra ubumanuko bw'Úmugǎmba, kuva ku musózi Mukǐke gushika kurí Wāgá.

Ngo abapfúmu bǎri bârabûye kó azôvyâra umwǎmi ku mugóre wa NSORO. Ukó yamuvyāye ni uku: Ngo JABWE yagîye guhîga hā nyuma imvúra iragwa bibatuma bája kwûgama mu rugó kwā NSORO. Kubêra abó bǎri kumwé bǎmurereka, ngo vyǎrānse kó aryāmana na múramuwé. JABWE arîsamāza yībagiriraհó imbwá yîwé y'ímpǐgi gútyo aba arōnse imvo zó kugaruka wê nyené kurāngūra ivyó abapfúmu bǎri bârabûye; aryāmana n'úmugóre wa NSORO gútyo havūka umwǎmi NTÁRE Rushatsi. Ngo yahávūye yîcwa n'úwǐtwa sé, umwǎmi NTÁRE Rushatsi, mū ntāmbara yabêreye hǎfi ya Wâgá ; ngo yōba yáhāmbwe i Mbîzi.

- (rāba NTÁRE Rushatsi)
- (rāba kândi Nsoro)

(GUILLET C. et NDAYISHINGUJE P., 1984: 30-187; RODEGEM F.M, 1970: 198; MWOROHA E., 1987: 10 ; VANSINA J., 1972: 106)

**Juru ry'í Kagōngo** [ʒùrù ryjí kàgòòngò]:

Ni izína ry'íritâzīrano ryǎhāwe umwǐgeme yarí mw'ībānga ryā MUKĀSÁTO wā nyuma yǐtwa BARAHEMANA (±1900-1930), yatwâra icǐbare c'í Kagōngo.

Uwu yarâba isáto yarí yûbashwe cāne yǐtwa BIHIRIBÍGǑNZI. Yaráyisîga kǎndi yaráshobora kwǐzīngīra ku bibero vyîwé; bǎmwīta umwǎmikazi w'îsáto.Yarí umupfānabānga atǎrōngorwa, yabá mu cǐbare c'íbānga ryîwé; ntiyǐgera ahînduka ku mūzo w'úmwǎmi mushǎsha. Ku muganuro, Juru ry'í Kagōngo aríwe kǎndi yǐtwa MUKÂSÁTO yazána umubǐndi w'ûrwârwá umwǎmi agaca amúha impǔzu z'íbití. Aríko, mu migírwa y'úmuganuro, icó yarí ajêjwe ntigitōmôrwa nêzá. Yashíka ku kirǐmba c'úmwǎmi imǐsi cúmi imbere y'úmuganuro agashikira mukazu kǎri inyuma y'íkigó c'úmwǎmi. Uwā nyuma yabâye MUKĀSÁTO yǐtwa « Barahemana », bǎca bámutāzīra Juru ry'í Kagōngo kukó yabá i Kagōngo, yarí umukǒbwa wa Munyuko wó mu muryāngo w'Ábashûbi. Yahévye amabānga yîwé mu gihe MWĀMBUTSA yajá kubá i GITÉGA.

(BAHENDUZI M., 1991: 150-151; NSANZE A., 2001: 16-88; MWOROHA E., 1977: 161-162; NDORICIMPA L. et GUILLET C., 1984 : 180)

- (rāba Bihiribígǒnzi)

**Kabwá** [kʰàbgwá] **(±1899 -1903):**

Ni umuhútu wó mu BAHÂNZA yabá i GIKÔNGE, ni wé yarí umutéramyi wa KARYĒNDA yayírārīra mu gihe c'íntāmbara y'ábarŭndi n'ábadăgi (1899 na 1903).

Afáshijwe na mugēnzi wé Ntahoruburá, bărasîga KARYĒNDA ingōndo n'íbŭmba. Ku muganuro, inyuma y'úmutâga, umwămi arí kumwé n'úmushikirangoma mukúru w'úmuganuro hamwé na NYÉNUMUGĂMBA, bărajá gufásha Kabwá kwāmbika KARYĒNDA imitănga n'ínsĭmbi nó gusúbiramwó zā NYARURAGO. N'íngabé SÊMASÁKA na MUHABŪRA bărazămbika nk'ŭko nyéne.

(BAHENDUZI M., 1991: 159; MWOROHA E., 1987; NDAYISHINGUJE P., 1978: 11 ; NSANZE A., 2001).

**Karyēnda** [kʰàrɟjɛ̀ɛ̀ndà]:

Ni izína ry'íngoma y'ígiterékērwa c'ÚBURŬNDI; yarí ingoma y'úbwămi, ni yó yarí ikimazi c'Úburŭndi.

Karyēnda yabâjwe mu gití cītwá « umurâma », ngo mu kuyibāza ntibĭciye ico gití băcīmbanye n'ímizi yâco. Nyâ mizi yĭtwa « amabêre ya Karyēnda », ngo ni yó băbājemwó abagēndanyi batāndátu bā Karyēnda (Mutsibo, Rutĕnga, ...) bĭtwa « abagánwa bā Karyēnda ». Ngo vyōba vyâragôranye cāne kuyīmba băsānze mu mizi hîzīngīyeyó inzóka yītwá « inkóma ». Ni hó uwayíkūra yĭhāye akâmo ati : « Ewe Karyēnda ugōye iyenda (igobōtora) ! Umwămi yatégerezwa kuyirīnda abânsi ngo ntibáyībe. Iyó yatēwé cānké afisé urwîmo mu gihúgu cîwé, yajá mu ruhănga rwā Karyēnda ati : « Karyênda, turagōwe ! Karyēnda ikavumēra nawé umwămi agahūnga, agatégeka ngo bahūngîshe Karyēnda ». Umwămi iyó atānzé, umushikirangoma yarâza kubíkira Karyēnda ati : « Karyēnda, umwămi yatânze ! » Umushikirangoma yacá ajá nó kubwîra MUKÂ-KARYĒNDA n'ábatéramyi b'í Buryēnda ati : « Murazigama KARYĒNDA, murarārīra Karyēnda ».

N'ûbwó tūzí kó Karyēnda yarâbwa na Mukâ-Karyēnda wênyené, GAHAMA (1983 :360) wé avuga kó yarí ifíse abăyirāba babiri : NTÁRE Y' Î NKÓMA na MUKĀ-KARYĒNDA kăndi ngo ntibămena ibānga kukó băca bápfa; kubêra atā warí arékuriwe kubóna Karyēnda, ku muganuro yĕrekanwa bâyifutse Nyarurago n'ámababi y'íbití vy'úmumândá. Iyo ngoma ntíyĭgera isúbirizwa, ntiyĭgera ivá mū ngóro yâyo atári ku mŭsi mukúru w'úmuganuro aríko ntiyajá mu migírwa y'îyímikwa ry'úmwămi.

(GAHAMA J.M 1983: 360; BOYAYO A. et BUTARE Th., 1970: 13; NTAHOMBAYE P., 1983: 83; NDAYISHINGUJE P., 1978: 12; BAHENDUZI M., 1991: 141-142; NDORICIMPA L. et GUILLET

C., 1984: 164; GHISLAIN J., 1970: 90; RODEGEM F.M, 1971: 222-224; RUGOMANA J., Ndongozi y'Uburundi 1959 cité in GAHAMA J. 1983 :360; RODEGEM F.M., 1971:222-224; MWOROHA E., 1977: 160)

- (rāba MUKÂ-KARYĒNDA)

**Kibāngo** [kʰìbààngò] **(±1893- ±1900):**

Ni umugūmūtsi yatêye Uburŭndi kū ngoma ya MWÊZI Gisābo; ngo yōba yămūka mu Bushí arí bwo ngo yōbá yarí séwăbo na KIRIMA;

Yarí afíse ubushóbozi budasānzwé mu gukóra ibitāngāro nó mu gutêra ubwôba. Bări bâmutāzīriye Makāza. Yashítse kū Nkîko mu 1893 inyuma gató y'ákarānda kări kâtêye ibitŭngwa, yarí afíse inkŏho zitarí nké; yarîgaruriye ikiyāya c'Ímbo imbere yó gushika mu kibira; yarîrukanye Kijogŏri (umugánwa, umuhŭngu wa MWÊZI Gisābo) mu vyĭbare vyĭwé; yarátānye mu mitwé n'úmugánwa Nangōngo umuhŭngu wa MWÊZI Gisābo ahó Nangōngo ngo yōbá yárahasíze ubuzima; aríko abahŭngu n' ábakûnzi b'ŭwo mugánwa băramuhôye: Kibāngo yacîye ahîndirwa mu kibíra, ngo yōba yázimānganiye mu ntârá yā Buye mu 1898-1899 igihe hashitsé umusúbirizi wîwé KIRIMA.

(MWŌROHA E., 1987: 236)

**Kibūrwá** [kʰìβùùrgwá] **(± 1860-1908):**

Uwu yarí umupfúmu mukúru w'úmwămi MWÊZI Gisābo, yămūka i Nkóma.Yarí afíse abagóre mirōngo itatu (30) bikaba vyĕrekana kó atûnzé. Yatwâra intârá y'Uburagáne.

(MWOROHA E., 1977: 158; MWOROHA E., 1987: 216)

**Kigănda** [kʰìgàándà] **:**

Ni umwé mu mirwa mikúru y'úmuganuro, uwo murwa uri mu ntârá ya Murāmvya (rāba ikáratá y' 7 mū nyóngerá);

I Kigănda rēró, ahĭtwa i Nkŏndo ni hó hăbēreye urwîmo hagáti ya TWĂREREYE na MWÊZI Gisābo. MWÊZI Gisābo kăndi yagíraniye amasēzerano n'Ábadăgi i Kigănda mu 1903.

(MWOROHA E., 1987 :208 ; NSANZE A., 1980)

- (rāba Twărereye)
- (rāba Nkŏndo)

**Kirānga** [kʰìràànɡà] :

Ni izína ry'íbānga ryăhāwe uwashînze ukubāndwa mu Burŭndi.

Havugwa kó Kirānga yōba yátānguranye n'íngoma y'Úburŭndi arí bwo imiganí yó mu Burŭndi ivugá kó yōba yáshikiye rimwé na NTÁRE Rushatsi i NKÓMA. Iyĭndi miganí ivuga kó Kirānga yōba yázananye mu Bushi ajabuka ikiyága Tānganika aca aja i Ngāra: mū ntârá ya Mwâro iyĭndi kó yōbá afītaniye isâno na Ryāngōmbe w'Úrwānda,....Nâhó rērό atābadôndōra nêzá ukubahó kwā Kirānga, arâzwi mu gihúgu cöse mberé hari n'áhāntu hamwĭtīrirwa kăndi hūbáshwe : mu Vyêrwá vyā Ngōzi, i Ngāra mu Kibŭmbu, Mu gasūmo kā Mwâro ku Kayōkwe. Kirānga yarí yîyunze n'ábarŭndi nk'úmuhŭza hagáti y'ábāntu n'Îmâna kugíra ngo abafáshe mū ngōrane băgira (ingwâra, gukúbitwa n'înkúba, kuvyâra amahása,...). Ni wé yazánye umugírwa wó kubāndwa kukó ngo abāntu bărarwâra ingwâra zabă sĕkuruza (bīta intêzi) kăndi ngo ntā kĭndi căzivūra atári ukubāndwa; ni wé băpfukamira mu mugírwa wó kubāndwa. Yîcaye kū ntébe yîwé, uwubândwa ngo yarápfukama imbere yîwé agakóma amashí, hā nyuma akavúga ivyó asabá bûkê buké : amagára y'âbâna, ubukomezi, gukíra, .... Ni wé bĭtūra kugíra ngo bāmbárize abăpfūye, kugíra ngo barōnké umwĭmbu, bakiré indwâra cānké bakiré umwăku. Ukubāndwa kwătegūrwa n'íbishĕgu; ibishĕgu cânké amasēra ya Kirānga ngo bărasūmbana: hări inzâna cānké Nyakĕre, n'úbushĕgu butôbutó (RODEGEM F.M., 1987: 228-229). Abĭsūmbuye bītwa impfŭndike. Abakúru rwöse n'ínkóro. Mū nkóro zā Kirānga umukúru cāne ni Rubâmbo umukwé wa Kirānga, ni wé yarí indemêsharúgămba. Ni wé yagába izĭndi nkóro n'ímpfŭndike na bwā Nyakĕre;

Kirānga si umūntu nk'ûko bamwé babikĕka; iyó abá umūntu, abá afíse umuryāngo, baba bâravúze sé na nyina, aba yárasíze abâna n'ûbwôko bwîwé. Ubwôko bwā Kirānga ni ukubāndwa; Kirānga ngo yarí nk'úwŭndi mwămi mu Burŭndi, ngo yafátwa nka múkuru w'úmwămi arí kū ngoma, agabá inká agakĭngira abarŭndi böse. Umwămi ntíyabândwa aríko ku kirĭmba hărihó MUKÂ KIRĀNGA. Ku muganuro, ni wé yasúbirira Kirānga imbere y'úmwămi. Umwămi n'âhó atăbāndwa, umugabékazi, ábămikazi n'ábagánwa bàrashóbora kubāndwa. Abăndi batăbāndwa n'ábapfúmu kukó bagira bati «amabānga abiri ntabāngikana, ngo umwămi na wé ntagirá ubwămi bubiri»;

Kirānga bămutāzīra Bihēko Bizima, yarí afíse n'útŭndi dutâzīrano :

- Birēnge (yarí abângutse)
- Muyaga (yaráŋyika, ntāwamúbona);
- Gicūmbi mu gicúgu (yaráhwĭkira umūntu mu gicúgu, mw'ījoro hagáti);
- Kirûmwêru (yarávumēra);

- Sêbihēko (yatânga abâna, yatúma hába irōndōka);
- Nyūndo ya Birēnge, Bwîrukiro,... (RODEGEM F.M, 1973: 335).

(RODEGEM F.M, 1971: 233-229-231-233; NDORICIMPA L. et GUILLET C., 1984: 124; RODEGEM F.M, 1971: 251; RODEGEM F.M, 1971: 225-227; BAHENDUZI M., 1991: 149; MWOROHA E., 1977: 157; VANSINA J., 1972: 270-348)

Harihó umuganí utwêreka ingéne ibānga ryó kubāndwa ryăsonerwa:

Hăbāye umŭnsi umwé umwămi Ntáre Rushatsi yahíga na Kirānga. Umwămi yabwîye Kirānga ati:

- Je túrwānye nōgutsînda.

Kirānga amwīshura ati:

-Ndagútīnya gusa, aríko túrwānye hó, nije nōgutsĭnda. Umwămi avyûmvīse atumakó ingabo zîwé, zíshitse i bwămi, umwămi yabwîye Kirānga ati:

-Ingo dushírekó.

Kirānga aravumēra, ati:

-Je nōguhubagura! Abarâho bŏse barabāndwa, eka ubândwa wĕse atábāza Kirānga. Bati:

-Uwo mugesera ari hêhé tukamuhubagura?

Ico kivi Kirānga yarí ahângije ku mwămikazi. Umwămi asigara ajúmarariwe yĭshwe n'ûbwôba.

Kirānga ati:

-Ntubōnyé rēró?

Umwămi ati:

-Nimusígého ndabônye (RODEGEM F.M., 1971:227).

**Kirima** [kʰìrìmà] **(±1890-±1919) :**

Ni umugarariji yarwânije umwămi MWÊZI Gisābo mū mpéra y'íkīnjana cā 19 agômba kwîgarurira ingoma y'Úburŭndi.

Kirima yashítse mu Burŭndi kū ngoma y'úmwămi MWÊZI Gisābo igihe Uburŭndi bwări bwûgarijwe n'ákarānda; ivyo vyŏse abanyágihúgu băbisuka ku mwămi kukó arí we bări bázēyekó amahóro n'úkurōndōka. Ivyo bihe bigōyé Úburŭndi bwărimwó vyătumye abanyágihúgu bâkīra Kirima nk'úwŭje kubákiza ivyo vyâgo. Kirima rēró ngo yarágōmvye kwîgāna umuganuro arâbiye ku kugéne wagírwa kurí MWÊZI Gisābo. Ngo yarí afîse ingoma n'íngabé aríko ntivyăshusha nêzá n'ívyā Mwêzi. Ku kirĭmba, Kirima yarí afîse ingoma yĭta Rukīnzo n'íyĭndi yĭta Gishikizo zărābwa n'úmuryāngo wĭtwa Abadúrūmbe. Yarí afîse ingabé Rusānga yamúherekeza imĭsi yŏse. Ngo mu gutégūra imigirwá,

abaganúza bakúru băbikora bări abahŭngu nyēzína bā Kirima arí bo Kajibwămi na Rwāsha.Yaráhānganye na MWÊZI aríko ngo ntivyări vyôroshe kukó Kirima yarí atêye ubwôba nk'ûkó amatăzīrano bămuhāye avyĕrekana : «Kitînywa, Kilima-Myāmpi cânké Kirima-Umurwānyi». Umwămi rēró ntiyashóboye kwîrukana uwo mugarariji. Yarīgaruriye kăndi ikiyāya cā Rusĭzi, intârá ya Ndora n'ígicé kimwé cā Kayānza. Mu 1903, yaráfashije Abadăgi arí kumwé na MACŌNCO kurwānya umwămi MWÊZI Gisābo, Kirima aca aragerēra mu Bukêye hamwé mu mirwa mikúru y'úmwămi. Mu 1906, yaráhagaritswe n'Ábadăgi ahava arahūnga asigarana igicé c'ámatōngo yīwé umuhŭngu wīwé Kajibwămi. Kirima yagárutse mu matōngo yīwé mu 1909 ahava ayākwa n'Ábabirigi mu 1917 aca arahūnga. Yahávūye apfá mu 1919.

Kubêra kó Kirima yarí akómeye, harihó amazína yaháyagiza ubutwări bwīwé: «Kilima-Myāmpi wa Múgămba Muziga wa NTÁRE yazíguye atazôhéra, Bitāho vyā Ntáre yatâshe i Bukirasāzi umucó urasira i Murāmvya, Rugaza barasá akagerēra bárahira, Muganyirwa w'í Masabo aganyírwa mu gitôndo nikĕra akayamara».

(BAHENDUZI M., 1991: 286-287; NDORICIMPA L. et GUILLET C., 1984 :40 ; NSANZE A., 1980: 55; GHISLAIN J., 1970: 40).

**Kirūndo** [kʰìrùùndò]:

Ni izína ry'întârá irí mu Burârūko bw'ígihúgu.

Kū ngoma ya NTÁRE Rugămba (±1796 - ±1850), iyo ntârá yagûyemwó Abanyarwānda bĕnshi. Ngo ukó hīmyé umwămi w'Urwānda, abarŭndi băca bátēra Urwānda bagatúrira ingó hānyuma bakîtāhira ngo warí nk'úmugēnzo. Aríko mū ntângo y'íkīnjana cā 19, hîmye umwămi Yuhi Gahīndiro w' Úrwānda, yacîye atégeka ingabo zīwé kwîvuna abarŭndi. Băcīye bátāna mu mitwé hăfi y'íkiyága Cōhôha. Iyo ntāmbara yarí ikómeye cāne kăndi yagûyemwó Abanyarwānda bĕnshi; aho hāntu rēró băcīye báhīta mu «Kirūndo» (kurūnda, ikirūndo) kubêra hări hárūnze imivyîmbá myĭnshi.

(MWOROHA E., 1987 :147)

**Kirwa** [kʰìrgwà]:

Ni icībare c'úmuganuro kirí mū ntârá ya Gítega, Komĭne Gishûbi, Zŏne Mugaruro, umusózi wa Mikóre (rāba ikáratá yā 1 n'îy'7).

Cări gífise uruhára runíni mw'īhîmbāzwa ry'úmuganuro kukó amwé mu masáka y'úmuganuro (ayahîngūrwamwó inzogá) yarímwa i Kirwa ku musózi wa YĀNZA. Ico cībare cătōwe n'ábagánwa babiri INANKONI na NZÓBE Y'Í KIRWA. Isúgi (isúgi ng'ăha ni ivyo vyŏse vyăkorēshwa ku mŭsi

w'úmuganuro: amasáka, ubûki, urutaro, imikēnke, urusyo,...) rēró ryăkóra ku mŭsi w'úmuganuro ryăvānwa i Nkóma rigashikanwa i Kirwa mū ntângo z'ûkwêzi kwā Nyákănga.
(NDORICIMPA L. et GUILLET C., 1984:150; BAHENDUZI M., 1991: 150; MWOROHA E. , 1987: 214 )

**Macōnco** [màtʃòòntʃò] **(±1900-1906):**

Ni umutwăre w'úmugarariji wó kū ngoma ya MWÊZI Gisābo.
Ni mwĕne Kagānza mwĕne Sêbuhēngeri mwêne Ndabâzi; yarí umutwăre i Busîmba, MWÊZI Gisābo yarámugómwe aramúshīngira umukŏbwa wîwé Kwākwára, ngo yarámuhâye n'úwŭndi yĭtwa Ntawebashushá. Mancōco rēró nâhó yarí umukwé w'úmwămi MWÊZI Gisābo, ngo yahávūye ahînduka umwânsi wîwé bápfūye imbwá y'ímpĭgi yĭtwa Mushûzo. Macōnco yăgirizwa kó yĭvye iyo mbwá agaca ahá umwămi iyitári yó yōbá ishúsha na Mushūzo. Umwămi amáze kubóna kó yamuhĕnze, yacîye atégeka kó yōmusubíza imbwá yîwé Mushûzo y'úkurí ; Macōnco arânka ni kwó gucá yîrukanwa mu miríma yîwé ahó yacîye yîyunga n'Ábadăgi baca bagwānya Mwêzi. Yĭshwe n'úmudăgi i Bujūmbura mu 1906 igihe yagômba guhūnga yîvye inkŏho.
(GHISLAIN J., 1970: 30; RODEGEM F.M, 1970: 57; RODEGEM F.M, 1971: 249; VANSINA J., 1972: 32-35).

**Magămba** [màgààmbà]:

Ni icĭbare c'úmuganuro giherêreye amajá i Bukirasāzi mū ntârá ya GÍTEGA ku mutŭmba Rugabano.
Magămba rēró cări icĭbare gifisé uruhára runíni cāne ku muganuro. Căboneka mberé nk'ícĭbare gitūnzé ubuzima bw'íngoma y'Úburŭndi. I Magămba ni hó hăva ingoma ya RUKĪNZO yatângwa n'Ábazīmbura igisáta c'úmuryāngo w'Ábajîji, băranahákanira n'ízīndi ngoma. RUKĪNZO rēró băca báyijāna ku kirĭmba i bwămi ukó ingoma zihīndútse. Băca bátwāra iyishâje ikabīkwa iwăbo i Magămba. Icĭbare c'í Magămba cărahîngūrirwamwó kândi impŭzu z'íbití n'ûmûnyu. Magămba kăndi hări mū nzira zăcamwó isúgi ivûye i NKÓMA igána i KIRWA nó mu vyĭbare vy'úmuganuro.
Mu cĭbare c'í Magămba hărabêrayó imigírwa y'úkubāndwa yagírirwa mu gitabo. Aho ní ho hări ihûriro ry'ábanyágihúgu b'í Magămba bājé kugira uwo mugírwa bagaca báherekeza ingoma. Ico cĭbare rēro cări ic'úmuganúza Mwāmbutsa w'í Magămba.
(NDORICIMPA L. et GUILLET C., 1984:190; BAHENDUZI M., 1991:83-95- 269; YORI J., 1994: 39)

**Mahĕmbe [màhɛ̀ɛ́mbɛ̀] (±1919-1945):**

Ni umuganúza wā nyuma yarí afíse ibānga ry'úmuganúza mukúru NTÁRE Y'Î NKÓMA ;
Yarí úmutwăre kuva mu 1919, yagânza icĭbare c'úmuganuro c'í NKÓMA; ni wé yarí umuganúza mukúru w'î NKÓMA kū ngoma ya MÚTĀGA Mbīkije; yarí sēbukwé wa Kēbeya, sé wîwé yĭtwa Nyamateke, umugóre wîwé Niyūhîre.

- (rāba Ntáre y'î Nkóma)
- (rāba igití ndôndamvyâro cā 9)

(NSANZE A., 2001: 137-156; RODEGEM F.M, 1971 : 243 ; NSANZE A., 2001: 137; RODEGEM F.M, 1971: 243; NDORICIMPA L. et GUILLET C., 1984: 161-163)

**Mbíbe [mbíβɛ̀]:**

Ni umūntu avugwá kó yōbá arí we yahâye ingoma umwămi wā mbere NTÁRE Rushatsi, abămwāmūkakó băcīye bágira umuryāngo w'ÁBABÍBE, aba bărāza ku muganuro bárōngōwe na Nyāmbo (Umubíbe), bări báfise uruhára rwó kubíba amasáka y'úmuganuro.
Mbíbe kăndi ni izína ry'îngóro yarí ku kirĭmba, yarí uruhŏngore rw'împfīzi y'íntāma y'ígiterékērwa yĭtwa Rutēnderi yarí ifíse uruhára runíni ku muganuro.
(YORI J., 1994: 40; BAHENDUZI M., 1991: 143; RODEGEM F.M., 1965: 87; GAHAMA J.1983: 358)

**Mbuye [mbùjɛ̀]:**

Ni izína ryā Kómĭne irí mu buseruko bw'întârá ya Murāmvya.
Ni umwé kândi mu mirwa itānu yahîmbārizwamwó umuganuro (rāba ikáratá y'7). Umwămi MWÊZI Gisābo yakûnda i Mbuye; uyo murwa warí ukómeye kuva mū ntângo y'íkīnjana cā 19. Wahâna urubíbe n'ûmwônga Kaberéza, umutŭmba Musûmba n'înzûzi Cĭzanye na Nkokoma mu burârūko; mu buseruko hări umwônga Mugabomure. Mū burêngero wahăna urubíbe n'ímirwa mikúru ya MURĀMVYA na BÚKĒYE, mu buseruko icĭbare cā Nyabiyogi, mu burârūko washíka mu ntârá ya NDÚWŬMWE, mu bumanuko icĭbare cā NTĀRUGÉRA na Inakayēnzi.
(NSANZE A., 1980 : 20; NSANZE A., 2001: 55-81; NDORICIMPA L. et GUILLET C., 1984: 96 ; MWOROHA E., 1987: 185)

**Mpotsa** [mpʰòtsà]:

Ni icĭbare căshīngurwamwó abagabékazi kirí mū ntârá ya Mwâro (rāba ikáratá ya 5 mū nyóngerá); abanyamabānga b'í Mpotsa ni bó bônyené bări bâzi imigírwa ijānye n'îshîngurwa ry'ábagabékazi. Dúfatiye ku bivúgwa, ngo nyina wa NTÁRE wā mbere Rushatsi yahâmbwe i Mpotsa aríko abatângankurú b'í Mpotsa băbwīye umutōhōji (GAHAMA A 1979 :16) kó bībúka ifubwa ry'ábămikazi bó mu gihetangabo c'íngoma cā nyuma aríko imyâka băpfīriyekó itāzwí. Ico cĭbare cā Mpotsa cărarângwamwó kăndi ibigabiro.

(NDORICIMPA L. et GUILLET C., 1984: 213 ; GAHAMA A., 1979:13; MWOROHA E., 1977: 13)

**Mugămba** [mùgàámbà]:

Ni intârá kāmá y'Úburŭndi irāngwá n'ûbwôrōzi bw'înká.

Mu Mugămba wó mu bumanuko hăba abāntu baké cāne; murí ako gacé ngo imiryāngo yaráfasha cāne mw'ītûngānywa ry'úbuzima bw'ígihúgu. Mu Mugămba wó hagáti, ivyĭbare vyătūngānywa n'ímiryāngo na cānecâne icĭbare cā mbere c'úmugánwa Sêbudāndi yahávūye yêgurira umugoré wîwé Inábarípfa. Abămi bărakûnda kujá mū ntârá y'Úmugămba kukó yarângwamwó inká nyĭnshi. Mu burârūko bushīrá ubumanuko bw'Úmugămba; ivyĭbare vyā MWÊZI Gisābo vyări ibi: Kinywâmagana, Marāmvya, BĀNGA, Murămbi, Kiyēnzi, Mutúkurá, Kiyănge, Buhóro, Rukíga, Remēra, Rwêza, NKŎNDO, Shana, KIGĂNDA, Kivyêyi, Ngāra, Gatovu, MBUYE, Ntūnda (rāba ikáratá ya 12).

(MWOROHA E., 1977: 147)

**Muhabūra** [mùhàβùùrà]:

Ni izína ry'íngabé yagêndanira umwămi iyó agīyé hŏse.

Iyi rēró yarí itândukānye na SÊMASÁKA. Muhabūra yagêndana na RUKĪNZO bé n'íngabékazi zâyo zăma zíjāna n'úmwămi iyó agīyé hŏse, yarí ifíse ibára nk'íryā SÊMASÁKA kăndi nayó nyéne yabá i bwămi. Yatângwa n'ábŭngere bó mu muryāngo w'Ábahimá b'ábacŏndore. Yarí ifíse ingabékazi zărābwa n'âbôrōzi b'Ábavējuru. Muhabūra ntáco yarí ijêjwe ku muganuro; umwŭngere wā nyuma wa Muhabūra kū ngoma ya MWĀMBUTSA Bāngiricênge yĭtwa «Kijabukwa» (Umucŏndore).

Kw'īyímikwa ry'úmwămi, umwămi bămutereka ku mugôngo wa Muhabūra bakamwēreka abāntu.

(BOYAYO A. et BUTARE Th., 1970: 13; RODEGEM F.M., 1971: 218; GAHAMA J., 1983: 364; NDAYISHINGUJE P., 1978: 17; MWOROHA E., 1977: 160; BAHENDUZI M., 1991: 157; MWOROHA E., 1987: 150)

**Muhanama** [mùhànàmà] **(±1850 - ±1910)** :

Yarí umutwăre, umukúru ku murwa w'í bwămi i MBUYE.Yavá mu muryāngo w'ÁBAJÎJI kăndi yabá i Kirîka.

Muhanama yarí afíse umugwi muníni w'ábāntu yatégeka, iwé ni hó hĕgeranirizwa ibīntu, ibīzanywe vyöse yarábirōnkáko igituríre.Yarábānza akarāba kó vyēgéranijwe nêzá, ahéjeje ibituríre vyăca bígaburwa mū nkóno ntôntó nawé akîsigariza umubīndi mwîzá w'ûrwârwá ruryōshé hamwé n'ûw'ûrwârwá ruvānzé n'ûbûki.

(NSANZE A., 2001:177-179)

**Mukâ Karyēnda** [mùkáà kʰàryjɛ̀ɛ̀ndà]:

Ni izína ry'íbānga ryăhābwa umwămikazi wa Karyēnda (ingoma y'úbwămi) yatôrwa mu muryāngo w'ÁBAHÂNZA.

Nk'ûkó izína ryîwé rivyĕrekana, yarí umwămikazi w'íngoma y'úbwămi KARYĒNDA, yaráyisîga akayōrōsa ngo ntībūngwe. Yatégerezwa kubá arí isúgi, yagúma ku kirĭmba ahó yarí afíse ahâbá hĭtwa mu Masúgi kăndi yarí aháfise ivyó agabá yabígabira uwó ashātsé.Yarásubirizwa ukó ingoma zihīndútse, aríko unó asubírijwe yasúbira iwăbo kăndi cărazíra kó arōngórwa gushika apfé. Ku muganuro, Mukâkaryēnda yarágera imbavu n'úmwămi arí kū ngoma; yarí afíse itêká nk'îry'úmwămikazi.

(NDORICIMPA L. et GUILLET C., 1984 :171; BAHENDUZI M., 1991: 148; NSANZE A., 2001: 16; MWOROHA E., 1977: 159).

**Mukâ-Kirānga** [mùkáà kʰìràànġà]:

Ni izína ry'íbānga ryăhābwa umwămikazi wa KIRĀNGA.

Yabá arí umwīgeme akirí mutó yatôrwa mu muryāngo w'ÁBAHÚTU b'Ábashûbi. Ngo ni wé yarí nk'úmugoré wa Kirānga kăndi yarásubirizwa uko ingoma zihīndútse. Kū ngoma ya MWÊZI, Ndimiye ni wé yarí ajêjwe iryo bānga mberé ni na wé yabâye uwā nyuma murí iryo bānga. Mukâ kirānga ni wé yarôngōra umugírwa wó kubāndwa ku kirĭmba. Yatégerezwa kugumana iryo bānga gushika apfé, ntiyăbīrana n'úwŭndi mugabo. Yarí afíse kăndi ikibānza kiníni mw'īhîmbāzwa ry'úmuganuro, yáza murí uwo mŭsi mukúru arí kumwé n'ábapfúmu isînzí. Mu migírwa y'úmuganuro, ni wé yabândwa mu kibānza cā KIRĀNGA atăbāndwa ku kirĭmba i bwămi kukó yarí nk'úwŭndi mwămi mu Burŭndi. Bări bâmuhāye izína « Buzirampūmbi » kukó mu

vyîyumvīro vyā bênshi, ntāwashóbora kumútêra kăndi n'úwuhûngiyeyó ntāwamúkurikirana. Yarí nk'úmwămikazi iwé, mbére bămwīta « umwămikazi » ku muganuro; kū ngoma nshăsha băvuga ngo « yĭmye ». Abanyágihúgu bó mu ntârá iwé bămutāzīza « mugánwa »;

Mukâ Kirānga atânzwe n'úmuryāngo wîwé akíri mutó cāne kugíra yītégūrire iryo bānga bămutāzīra « inkûka » ni ukuvúga « ishikánwa ». Mukâ Kirānga yarí afīse ivyĭbare bitatu : Tára, Muzāzi na Ngāra (amajá mu Kibŭmbu). Amáze kwākwa amabānga yîwé, Ababirigi băcīye baha intârá yîwé uwĭtwa Marīmbú. Uwā nyuma yarângūye ibānga ryā Mukâ Kirānga yĭtwa Ndimiye (±1910-1930).

(BAHENDUZI M., 1991: 148-149; MWOROHA E., 1977: 156; NDORICIMPA L. et GUILLET C., 1984: 175-179; NSANZE A., 2001: 16; WEINSTEIN W., 1976: 195 )

**Murāmvya [mùrààmvjà]:**

Ni umwé mu mirwa mikurú yahîmbārizwamwó umuganuro. Aho rēró hări háhāmbāye cāne kuva mū ntângo y'íngoma y'ÚBURŬNDI kukó ni hó amabānga mĕnshi y'íngoma yarângūrirwa. Ni hó hŭbatswe ikirĭmba cā mbere cā MWĀMBUTSA Bāngiricênge.

(MWOROHA E., 1987:157)

**Mutâga Mbīkije [mùtʰáàgà mbììkìʒè] (±1908-1915):**

Ni umwămi yĭmye mu 1908, umuhŭngu wa MWÊZI Gisābo n'úmwămikazi Ntibanyĭha (umugoré w'12 wa MWÊZI Gisābo).

Yahágarikiwe mu butó bwîwé n'úmwămikazi Ririkumutíma, na bênewâbo NTĀRUGÉRA na NDÚWŬMWE. Nûbwó rēró abarŭndi băma bîbaza ngo MUTÂGA Mbīkije yarí umuhŭngu w'úmwămikazi Ririkumutíma si vyó, ahŭbwo Ririkumutíma yarí afīse icîzēre kó umwé mu bahŭngu bîwé azôtôrwa ngo ajé kū ngoma. Aríko yarátāngāye cāne abônye hátōwe MUTÂGA Mbīkije, umuhŭngu w'úmwămikazi Ntibanyĭha. Ririkumutíma rēró afáshijwe n'ábahŭngu bîwé băcīye bágerageza kwĭca Ntibanyĭha gútyo aca yīgira kó arí we mugabékazi wa MÚTĀGA Mbīkije.Yatânze mu 1915 yîshwe na mwĕnewâbo Bāngura, urwo rupfú rwăkomōtse ku matăti hagáti ya MÚTĀGA Mbīkije na Bāngura; Bāngura ngo yōba yáryāmanye n'úmwămikazi wa MÚTĀGA Mbīkije yĭtwa NGEZAHĂYO.

(NDORICIMPA L. et GUILLET C., 1984: 64; NSANZE A., 1980: 57; GAHAMA A., 1979:15-17 ; MWOROHA E., 1977 :130)

**Mutâga Sênyamwîzá** [mùtʰáàgà sέέɲàmŋííʤá] **(±1750-1773):**

Ni umwǎmi avugwá kó yarí kū ngoma mu kīnjana cā 18.
MUTÂGA Sênyamwīzá yǐmitswe akíri mutó igihe Cyrima Rujúgira (±1740 - ±1800) yari ahéjeje kwîmikwa ngo atwāré URWĀNDA. Uwo mwǎmi w'ÚRWĀNDA yaráshīngiye umukǒbwa wîwé Inabizōza umwǎmi w'í Burǔndi MUTÂGA Sênyamwīzá kugíra ngo amwěreke kó būnzé ubumwé; aríko nâhó vyǎri ukó, MUTÂGA Sênyamwīza yarátēye URWĀNDA mū ntârá zā Nyaruguru kū nkêngēra z'úbubǎmfu bw'Ákanyáru. Murí iyó ndwāno yarîshe abanyarwānda běnshi aríko umurwānyi akoméye Rutānda wó mu muryāngo w'Ábagesera aramumenya, aramútobekeranya n'ámacúmu měnshi. Kuva ico gihe umuryāngo w'Ábagesera wasígūra «abamēnja, abîcanyi»;
MUTÂGA Sênyamwīza yarí yárashînze ingó zikoméye kū nkēngēra z'íburyó z'Ákanyarú i Nkānda, i Mwūmba. Mu Burêngero Uburǔndi ntíbwǎshika Imbo; mu Buseruko bwǎgarukira ku kiyāya cā Rúvubú : rāba ikáratá ya MWOROHA 1987: 126).
(MWOROHA E., 1987: 127, VANSINA J., 1972).

**Mutwēnzi** [mùtʷέέnʤì]:

Ni izína ry'íbānga ryǎhābwa uwarí ajêjwe kuvyûra umwǎmi. Mu mabānga y'úmuganuro, yabá nka múshiki w'úmwǎmi kokó nó kubw'ámaráso yarí incutí y'úmwǎmi. Ku muganuro, Mutwênzi ni wé yavyûra umwǎmi ngo ajé guhîmbāza umuganuro.
Mutwēnzi rēró yarí atândukānye n'ábǎndi banyamabānga; yaráshobora guhéba ivyó ajējwé kǎndi wé yarárōngorwa. Arámutse akûkurutse, umwǎmi yamúha intârá n'úmugabo. Uwo mugabo bǎvyārana abâna batatu gusa bagaca bávāna kukó ntibōvyāranye uwa káne yacá yîtwa umumēnja. Uwā nyuma yarângūye ibānga ryā Mutwēnzi yǐtwa Rwǎjekěra Veronika yarí umwǔzukuru wa NTÁRE Rugǎmba ; sé wîwé Rwāmatǒre yarí umuhǔngu wa Busumano, mwěnenyina w'úmwǎmi MWÊZI Gisābo.
(BAHENDUZI M., 1991: 40-139-140; RODEGEM F.M, 1971: 239-232; NTAHOMBAYE P., 1983: 16)

**Mwāmbutsa** [mŋààmbùtsà]:

Ni izína rimwé mu mazína ané y'úbwǎmi. Ryǎhābwa umwǎmi wa káne mu rutǒnde rw'ábǎmi b'Úburǔndi (NTÁRE, MWÊZI, MUTÂGA, MWĀMBUTSA).
Abagánwa bāmûka kurí Mwāmbutsa bītwa Abāmbutsa.

Abămi bĭswe bā Mwāmbutsa ni MWĀMBUTSA I, MWĀMBUTSA II, MWĀMBUTSA III NYARUSHĀMBA, MWĀMBUTSA IV Bāngīricênge (ku bavúga kó hăbayehó ibihetangabo biné vy'ábămi banêbané), aríko ku bavúga kó hăbāyehó ibihetangabo bibiri vy'ábămi banêbané (MWĀMBUTSA I aca yîtwa Mbariza, Bāngiricênge na wé akītwa MWĀMBUTSAII). (WEINSTEIN 1976: 64 ; RODEGEM 1971:244 ; BOYAYO et BUTARE 1970 :11)

**Mwāmbutsa IV Bāngīricênge [mŋààmbùtsà ɓààngìrìtʃɛ̀ɛ̀ngɛ̀] (±1915 - ±1966):**

Ni umwămi yarí kū ngoma y'Úburŭndi mu 1915, ni mwĕne MUTÂGA Mbīkije mwĕne MWÊZI Gisābo.

Yavûkiye i Nyabiyogi ku musózi Rângo mū ntârá ya Kayānza mu 1912; yĭmitswe akíri mutó cāne itárikí 16/12/1915 kū mūzo w'Ábabirigi. Bămwĭmikiye impănde ya Búkēye, Rezida Langen ni hó yarí n'ábatwâre bŏse kíretse KIRIMA na Mbānzabugabo, MUTÂGA Mbīkije rēró yatânze asíga abâna babiri (Bāngiricênge na Kamātāri) bó ku bămikazi batāndúkānye. Bāngiricênge ní we yacîye atôrwa arîma kw'īzína ryā MWĀMBUTSA Bāngiricênge mu 1915. Mu 1921-1926, yarîze amashŭre y'întângo kw'īsomero ritêyí ry'í MURĀMVYA; mu 1930 yarárōngoye Kanyônga Teréza bavyārana umugánwa Rwāgasóre, mu 1946 yarôngoye Barāmparaye arí we băvyāranye Karŏri Ndîzēye yabâye umwămi wā nyuma w'Úburŭndi yĭmye kw'īzína ryā Ntáre V Ndîzēye itárikí 8/7/1966 igihe MWĀMBUTSA Bāngiricênge atânze.

BOYAYO A. et BUTARE Th., 1970: 11-12 ; NSANZE A., 2001: 65; KWITEGETSE G., 1988: 2).

**Mwāmbutsa Mbariza [mŋààmbùtsà mbàrìdʒà] (± 1767 - ±1796):**

Ni umwămi yarí kū ngoma y'Úburŭndi (1767-1796) kubwā MWOROHA E. (1987: 129).

Ni umuhŭngu wa MÚTĀGA Sênyamwīzá. Ibivúgwa kurí MWĀMBUTSA Mbariza birabábaje: « MUTÂGA Sênyamwīzá yatânze asíze abahŭngu batatu Mbōnyingīngo, Sêbitŭngwa na Ntisēmbêrwa. Umwé wĕse yĕmeza kó arí we samúragwá w'íngoma. Kugíra ngo babatătūre bătategetse kūza ku muganuro nó kuvúza ingoma y'úbwămi KARYĒNDA. Umuhérerezi murí bo Ntisēmbêrwa arí we yabíshoboye yacîye yîmikwa kw'īzína ryā MWĀMBUTSA. Yacîye ahágarikirwa mu butó bwîwé nâbó mu muryāngo w'Ábashōka bahava barōndera kumwîca. Băramutúmiye kwôga mu mwônga w' âkôgabămi bâshīnzeyó amacúmu. Mwāmbutsa arakêbwa aca abānza kurūngikayó umusuku wîwé, ubwo nyéne amâzi aca aratukura (kubêra amaráso y'ŭwo musuku azibúwe n'ámacúmu). MWĀMBUTSA rēró mu kwîhora ategūra urubānza ku kirĭmba atumira bênewâbo n'ábaryāngo bămwānka. Bámaze kuborerwa aca aratúrira inzu umuriro uca ukwīra

igihúgu. Ntā kīntu na kimwé căshobora kuwúzimya. Abapfúmu babwîra umwămi kó yōkwītânga kugíra uyo muriro uzimé. MWĀMBUTSA aca yīta mu muriro i Kinywâmagana, urugó rwîwé rukúru, gutyó umucănwa uca urazíma (…) ».
(MWOROHA E., 1987: 129)

**Mwāmbutsa w'í Magămba** [mŋààmbùtsà wí màgàámbà] **:**

Ni umwé mu baganúza bakúru b'úmuganuro. Ni wé yagába ingoma zöse z'úmuganuro.
Yabónwa nk'úmwămi akaba yarí afíse igikórwa gikoméye ku muganuro. Ni wé wênyéne yanywá kū nzóga y'íbitōke băba bâganye bagashira mu nkóno y'íkimazi; iyisígaye yacá isêswa mū ntába z'úrugó bakagira bati «ihāwe isáto». Yarátegūra gatôyí imbere y'úmuganuro umugírwa ujānyé n'íngoma n'îsáto. Mwāmbutsa w'í Magămba wā nyuma yĭtwa Tīnya-Cĭbare (± 1910 - ± 1930).
(BAHENDUZI M., 1991: 95 ; YORI J., 1994: 39; RODEGEM F.M, 1971: 237-271)

**Mwêzi** [mŋéèʤì]**:**

Ni izína rimwé mu mazína ané y'úbwămi. Ryăhābwa umwămi wā kábiri mu rutŏnde rw'ábămi b'Úburŭndi.
Ngo yarí mwîzá nk'ûkwêzi, aha bakorēsha ishusho y'ûkwêzi mu kuvúga ubwîzá. Abămūka kurí Mwêzi bĭtwa « ABÊZI ». Abămi bĭswe MWÊZI ni aba: ku bavúga kó hăbāyehó ibihetangabo biné vy'ábămi banêbané hari Mwêzi I Barīndamûnká, Mwêzi II, MWÊZI III Kavūyimbo, MWÊZI IV Gisābo. Ku bavúga ibihetangabo bibiri, MWÊZI I yītwa Ndagushimiye ; Gisābo na wé ni MWÊZI II.
(RODEGEM F.M., 1970:85; NTAHOMBAYE P., 1983:48; BOYAYO A. et BUTARE Th., 1970: 11; KAGAME A., 1978)

**Mwêzi Gisābo** [mŋéèʤì gìsàábò] **(±1830 - ±1908):**

Ni umwămi w'Úburŭndi, umuhŭngu wa NTÁRE Rugămba n'úmwămikazi Inamirimo bătāzīra VYĀNO.
Ivûka ryîwé ryăgēnze uku gukuríkira: NTÁRE Rugămba yabâna i Mugera n'úmwămikazi Nziramibāngo (nyina wa RWĀSHA na BIRORI) yarí yáracîye imvyâro. Uwo mwămikazi yatôye akênge igihe umugabo wîwé yarí yâhîmvye aca ashira ku kirwa (uburiri bw'úmwămi) umusĕngezana wîwé Vyāno arí we yacîye avyârana na NTÁRE Rugămba umwami MWÊZI Gisābo. Rimwé na rimwé băgīye bândika kó MWÊZI Gisābo yavûtse mu 1830 kubêra imvo y'ûkó Stanley yōbá yárabwîwe kū nkēngēra zā Tānganika mu 1871 kó MWÊZI Gisābo yarí afíse hăfi imyâka 40. Ivyătōhōjwe na Gorju

(1926) bivuga kó yavûtse mu 1840 kukó ngo sé yatanze mu 1850, MWÊZI Gisābo na wé akaba yǐmitswe afīse imyâka icúmi nâhó Twărereye (mwĕnewâbo yarí samúragwá w'íngoma) yănse kumwêmera.

Yǐmitswé akíri mutó ahagarikirwa na mwênewâbo NDÎVYĀRIYE murí ubwo butó bwîwé; MWÊZI Gisābo rēró amáze gukúra, yarárōndeye uburyó yōkwīrúkûrakó Ndîvyāriye kukó yarí umugánwa akoméye cāne. Abífashijwemwó na bênewâbo (Rwāsha na Birori), bărashwîragije Ndîvyāriye n'âbîwé; kuva ubwo hăgumye ukwîhōrahōrana hagáti y'ábămūka kurí MWÊZI (Abêzi) n'ábămūka kurí Ndîvyāriye (Abatáre); MWÊZI Gisābo rēró n'ûbwó yatôranye ingoma akíri mutó yatégerezwa gukīngira imbíbe nshăsha. Yarábujije abări bátwāye abāntu mu buja bábakūye murí Afiríka y'Úbuseruko kó barēngâna. Yarágumije igihúgu igihe cări kírēmbejwe n'întêko z'ábadăgi, hări mū ntângo z'íkīnjana cā 20. Abadăgi băshīnze imizi nêzá na nêzá itárikí 6/6/1903 inyuma yâhó MWÊZI Gisābo yēméye kugiranira amasēzerano nabó i KIGĂNDA.

Ibīza vyătēye kū ngoma yîwé ni vyǐnshi: ihóna ry'înká, itêra ry'ínzige, ubwîrakábiri bwăhagaritse umutíma abanyágihúgu, imishâmirano hagáti mu gihúgu,....Yahávūye atânga mu 1908.

- (rāba Twărereye)
- (rāba Nkŏndo)
- (rāba Ndîvyāriye)

(MWOROHA E., 1977: 126; MWOROHA E., 1987:207-208; NSANZE A., 2001: 101; NDORICIMPA L. et GUILLET C., 1984: 52-67; VANSINA J., 1972: 208; BOYAYO A. et BUTARE Th., 1970: 11)

**Mwêzi Ndagushīmiye** [mŋę́ę̀dʒì ndàgùʃîìmìję̀] **(±1820 - ±1900):**

Ni umwămi avugwá kó yōbá yábāye umusúbirizi wa NTÁRE wā mbere Rushatsi. Ngo ubwā mbere yǐtwa Ntavugáyămbona yabâyehó igihe mu RWĀNDA hătwāra YUHI Mazimpáka (±1700) nó kū ngoma ya KAREMĒRA Rwāka (±1800).

(MWOROHA E., 1987: 125; VANSINA J., 1972: 203)

**Ndimiye** [ndìmìję̀] **(±1910 - ±1930):**

Ni uwā nyuma yabâye Mukâ Kirānga.

-(rāba Mukâ Kirānga)

**Ndîvyāriye [ndíìvjàárìjɛ̀] (±1800 - ±1850):**

Yarí umugánwa w'úmutáre, umuhŭngu w'îmfúra wa NTÁRE Rugămba.

Ndîvyāriye yarí umugánwa akoméye cāne. Yarí afíse ibihúgu bibiri vyăbamwó abahŭngu bîwé : hamwé mu bumanuko kuva i Gihĭnga gushika mu Butūtsi; ahăndi mu Bwêru. Kubêra yarí umuhŭngu w'îmfúra wa NTÁRE Rugămba, yarábāye umurezi wa MWÊZI Gisābo hagáti y'íkīnjana cā 19. Mu gupfá kwîwé, bamwé bavuga kó yōbá yaránízwe atābwa mu Mubarāzi cānké kó yōbá yárarózwe na mwênewâbo Rwāsha. Abăndi ngo yōba yaráhûnze icĭbare cîwé có ku Mugămba kugíra asubíre mu ntârá yîwé y'Ûbwêru. Amáze gupfá, abâna bîwé (Nasāngo na Sêbanani) băcīye básāngira Ubwêru baca barwānya abatwăre b'Ábasīne n'Ábavuna. Intāmbara yâbo yagéze mū ntângo y'íkīnjana cā 20.

- (rāba MWÊZI Gisābo)

(MWOROHA E. 1987:155-208; VANSINA J. 1972:155-156).

**Nduwŭmwe [ndùwùúmŋɛ̀] (±1884 - ±1958):**

Ni umugánwa, umuhŭngu MWÊZI Gisābo yavyâranye n'úmwămikazi RIRIKUMUTÍMA akaba umwŭzukuru wa NTÁRE Rugămba n'úmwămikazi VYĀNO .

Umugabékazi RIRIKUMUTÍMA yarámukûnda cāne mberé yĭpfūza kó arí we yōsubírira kū ngoma NTÁRE Rugămba nâhó bităkūnze hakîma mwĕnewâbo MUTÂGA Mbīkije. Amáze gukúra, yarátwāye i Fōta mū ntârá ya MURĀMVYA mu bumanuko bwā Kigănda ahamara imyâka 2 yîga gutwâra bahava baramugomwa atwāra intârá níni y'Úbuyēnzi mu 1904; yarárwānije umugarariji KIRIMA murí iyo ntârá mu gihe c'Ábadăgi.

Yaráhagarikiye umwămi MWĀMBUTSA Bāngiricênge (1915) mu butó bwîwé. Yarí umugánwa mukúru kū ngoma ya MWĀMBUTSA Bāngiricênge.Yarêretse umuzŭngu Canonica (Pātiri mukúru w'ímisiyôni ya Bukêye) imigírwa y'úmuganuro (mu 1927). Imigirwá ijānyé n'íngoma imáze kuzímāngana cāne ku Babirigi, NDUWŬMWE yarábatijwe n'ábazŭngu mu 1935 ; yahávūye apfá mu 1958 ngo yarí afíse imyâka 74.

(NDORICIMPA L. et GUILLET C., 1984 : 171-174; NSANZE A., 2001: 303; NGENDANZI F., 1979 :20-25)

**Ngoma ya Sácĕga** [ngòmà jà sátʃɛ̀ɛ́gà] :

Ngoma ya Sácĕga ni umūntu avugwá mu migáni kó arí we yōbá yáratânguje urwêgo rw'ábashîngantăhe, yatúmye ubucâmănza búkomera kū ngoma y'úmwămi wā mbere.
Mu kwătira murí iryo bānga băma bîbuka iyó ryăvūye mu kuvúga bati: «akīra intăhe yatânzwe na NTÁRE Rushatsi kurí só na sógokúru». Ngoma rēró ngo yōba yábāye umukúru w'ábashîngantăhe bŏse.

- (rāba umuganí wa Ngoma ya Sácĕga mu miganí)

(VANSINA J., 1972: 27-28-29; MWOROHA E., 1987: 209)

**Ngōzi** [ngòòdʒì] :

Ni intârá irí mu burârūko bw'ígihúgu (rāba ikáratá yā 1);
Murí iyo ntârá, hari ahāntu hītwá «Mu Vyêrwá vyā Ngōzi bavugá kó hōbá arí ho Kirānga yashíkiye ajé mu Burŭndi.

- (rāba Kirānga)

(MWOROHA E., 1987: 111)

**Nkîko-Mugămba** [nkʰîìkò mùgʰàámbà]:

Ni intâra irí ku rubíbe rw'Úrwānda n'Úburŭndi (Kayānza).
Cări kândi icĭbare c'íngānzo z'ábămi. Hătwārwa n'Âbîru arí bo bărāba ingānzo z'ábămi;
Mū nyuma hĭgaruriwe na KIRIMA (±1890 - 1920) hahava hahābwa umugánwa Pētéro BARĂNYANKA (1921-1960).
(MWOROHA E., 1977: 12; GHISLAIN J., 1970: 13-15).

**Nkóma** [nkʰómà]:

Ni icĭbare c'úmuganuro, ni hamwé mu hărimwa amasáka y'úmuganuro; ayo masáka y'í Nkóma ni yó băcūmbamwó umutsíma w'úmuganuro. I Nkóma ni hó umwămi wā mbere NTÁRE Rushatsi yōbá yáracîye mu kwînjira mu Burŭndi aca ahatāngāriza ko abāyé umwămi mu gihe yarí avûye i Buha (rāba ikáratá yā 1 n'íy'7).

Ni hamwé kândi mu hăva abări bájējwe imigírwa ijānyé n'úmuganuro, kăndi ni bó băzana ivyó kuwútegūza (nk'ísugí); ivyo na vyó bítahabāye uwo mŭsi uhāmbāye ntiwashóbora guhîmbāzwa). Isúgi yarí igízwe n'ámasáka makêyí y'úmuganuro, ubûki, urutaro, imikēnke n'íbĭndi bikórēsho vyā

nkénerwá vyó gutégūza umutsíma w'ûmwâka. Ivyo vyöse vyĭtwa «isúgi» cānké «umwâka». Icĭbare c'í Nkóma cări gíhāmbāye cāne, mbére umukúru wâco yarí afíse itâzīrano ry'ábămi. Aho twōvuga nk'úmuganuza wā nyuma w'î Nkóma «Mahĕmbe» yarí afíse izína ry'íbānga NTÁRE Y' Í NKÓMA.

(BAHENDUZI M., 1991: 44; MWOROHA E., 1987:108; NDORICIMPA L. et GUILLET C., 1984: 148-149).

**Nkŏndo** [nkʰòóndò]:

Ni umusózi uherêreye murí komĭne Kigănda mū ntâra ya Murāmvya.
I Nkŏndo ní ho umwămi mushăsha yatégerezwa gucá kw'īyimikwa ryîwé akahatēra n'íkigabiro. Kw'īsōnga ry'ŭwo musózi, yahatēra ibíti bitatu : umumândá, umuhoróro n'úmutagari. Iyímikwa ry'úmwămi ryăjana n'îyúbakwa ry'îngó zidasānzwé ku mumanuko wa Rukiga, bagatêra ibigabiro kw'īsōnga ry'úmusózi wa Nkŏndo, aho bătāngariza umwămi mushăsha.
I Nkŏndo ní ho kăndi TWĂREREYE yĭciwe mū ntāmbara ikoméye yarwânye na bênewâbo NDÎVYĀRIYE, RWĀSHA na BIRORI aba bărwānira umwămi MWÊZI Gisābo. Ivyo vyăbēreye i Nkŏndo vyăsize utugáni: «biracîtse nk'îvy'í Nkŏndo», «Hari inkurú i Nkŏndo zikabura ikizívuga.

- (rāba Twărereye)

(NDORICIMPA L. et GUILLET C., 1984: 213; MWOROHA E., 1987: 208)

**Nsoro** [nsòrò] **(±1500 - ±1700):**

Ni umuhŭngu wa Ntwêro yagérēreye mu Butūtsi, mu Gitănga (amagána mu Ryānsoro), i Gashinyira (amajá i Matána) n'í Matutu (amajá mu Rutana) (MWOROHA E. 1987:106).
Ngo umŭsi umwé JABWE (mwĕnewâbo na Nsoro) yarí guhîga, hā nyuma aja kwûgama mu rugó rw' í Gashinyira ahasānga umugoré wa Nsoro wê nyéne. Ni kó rēró kuhîkîka aramwābīra, ngo NTÁRE I Rushati yĭtwa Bijoga ubwā mbere avūka murí uwo mubónano. Hácīye igihe, uwo mwâna (Bijoga) aja kuramutsa JABWE, uwu aca arânka kumúsubiza Nsoro. Hăhavūye hâduka intāmbara hagáti y'ábavûkana babiri Nsoro na JABWE bápfa uwo mwâna, Nsoro ní we yatsînzwe aca azimānganira mu Gitănga, ahāntu hītwá mu Ryānsoro. Abămūka kurí NSORO bĭtwa Abasoro.

(RODEGEM F.M, 1965: 94, MWOROHA E., 1987: 106; NDAYISHINGUJE P. et GUILLET C., 1984: 13-23)

**Ntākiyîca** [ntàák^hìjíìtʃà] **(±1910 - ±1930):**

Ni uwā nyuma yarângūye ibānga ryā Inámukómacôto.

- (rāba Inámukómacôto)

**Ntáre Rugămba** [ntárẹ̀ rùgàámbà] **(±1796 – ±1850):**

Ni umwămi yagânje Uburŭndi kuva mū mpéra y'íkīnjana cā 18 gushika hagáti mu kīnjana cā 19. Ubwā mbere yĭtwa NTÁRE Ruyēnzi ahava yītwa Rugămba kubêra ubutwâri bwîwé ku rugămba.
Ingoma yîwé yabângabānganywe n'îy'ábămi batatu b'Urwānda: Mibâmbwe Sêntâbyo, Yuhi Gahīndiro na Mutara Rwōgéra. Akíri umuyabaga yĭtwa Ngāmbiri. NTÁRE Rugămba yabâye umwămi akoméye cāne kukó ni wé yahâye imbíbe igihúgu c'Úburŭndi. Yarâguye cāne igihúgu mu kwîgarurira Ubuyogoma, Ubuha, igicé kiníni c'Úbugesera n'Ûbwêru; aca aragaruza Ubugufi; arîgarurira n'Ímbo; yarátēye cāne Urwānda arí ho yagáruje imbíbe z'Úburŭndi. Uburŭndi bw'ímbere ya 1800 bwări búfise igicé có hagati gusa: Mugămba, Buyēnzi, Kirimiro, Butūtsi na Nkóma (rābā ikáratá ya 14).
Mū ntângo y'íngoma yîwé, igicé kimwé c'ÚBUGESERA cĕgukira umwămi w'Úrwānda Mibâmbwe Sêntābyo. Inyuma y'ăho yarátēye Urwānda kabiri köse, kū ngoma ya Yuhi Gahīndiro na Mutara Rwōgéra. Yarátēye Ubushí mu kiyāya c'Ímbo gushika kū nkōmbe zā Rúsĭzi. Yarîrukanye umwămi Ruhaga w'Úbuyogoma gushika mu Kibōndo (murí Tanzaniya y'ŭbu).
NTÁRE Rugămba rēró ngo yōba yárarôngoye umugoré wó mu Bushí yĭtwa Nyāmvúra, arí na vyó mū nyuma vyătumye KIRIMA azá mu Burŭndi ashâka kwĭgira umwămi (hagáti y'1896-1920).
NTÁRE Rugămba yarí yáshīnze abahŭngu bîwé gutwâra intârá nkúrūnkúru yarí yĭgaruriye : NDÎVYĀRIYE Umugămba wó mu buseruko, RWĀSHA Ubuyogoma, BIRORI Ubutūtsi n'Úburagáne, Busumano igicé c'Úbutūtsi n'Úbunyāmbo. Inyuma y'ígicé c'íkīnjana, imbíbe yarí yâgaruje zăsa n'ízămaze kubá ntabāndûka, ingānji yîwé yarí yêmewe. Yarí afíse ivyĭbare vyĭnshi i Murāmvya: Bānga, Bikīnga vyā Mbuye, Buhóro bwā Jēnda, Bukêye, Humuré, Kigănda, Kivyêyi, Kiyēnzi, Muzēnga Wa Mbuye, Mugĕnda Wa Rênga, Mugōngo, Murāmvya, Ndago ya Masāngo, Ndăva ya Murāmvya, Ngāra ya Mwâro, Nkŏndo, Saga. Kubêra ubusâza n'úburuhé, NTÁRE Rugămba yacîye ajá kuruhūkira ku rugó rw'í bwămi i Mugera. Aho yahábāna n'úmugoré w'ígicâmvyâro, umwămikazi Nziramibāngo aríko yahávūye yâbīra VYĀNO nyina wa Bijoga yahávūye abá umwămi MWÊZI Gisābo, yatânze Uburŭndi búmaze kwâguka incúro kábiri; yĭshwe n'íbinyóro mu 1850, yafúbwe i Buruhūkiro hăfi y'úrubíbe rw'Úrwānda n'Úburŭndi.

(NSANZE A., 2001: 5; BOYAYO A. et BUTARE Th., 1970: 11; MWOROHA E., 1987: 148-158; MWOROHA E., 1977: 135; NDORICIMPA L. et GUILLET C., 1984: 17).

**Ntáre Rushátsi [ntárɛ̀ rùʃàtsì] (±1500 - ±1700):**

Ni umwǎmi avugwá kó arí we wā mbere w'Úburǔndi, ngo ni wé yatânguje ingoma y'úbwǎmi mu Burǔndi.

Amâmūko yîwé avugwa kwǐnshi kǎndi gutāndúkānye :

-yōba yâmūka mw'Īshāmba (VANSINA J., 1972: 83);

-yōba yákorotse avá mw'Ījuru (MWOROHA E., 1977: 96);

-yōba yáje avá mu Rwānda cānké mu Buha (MWOROHA E., 1987: 107);

-NTÁRE Rushatsi ngo yōba yávyāwe na JABWE ku mugoré wa mwênewābo NSORO (abo bŏse bǎri abahǔngu bā NTWÊRO). Uwó mwǎna rēró yacîye anyégezwa kwā Inásênge, umugoré w'úmwǎmi w'í Buha bǐta Ruhaga. NTÁRE Rushátsi akíri múto ngo yakóra ku kirǐmba kwā Ruhaga nk'úmwǔngére asānzwé. Yaráharônkeye agatâzīrano kā Cāmbarantāma kubêra urusâto rw'íntāma yǎmbara. Aríko ngo hǎri ibimenyētso vyěrekana kó azôba umwǎmi: acîye iruhǎnde y'înkóno z'ámata zǎca zíhugānga; yǎma abúguza n'úmwǎmi w'Úbuha akamútsīnda. Umwǎmi yarákēbwa kurí Cāmbarantāma nâhó umugoré wîwé yagúma amúhūmuriza. NTÁRE rēró yahávūye atóroka ikirǐmba cā Ruhaga ajāna n'ábapfúmu; ashítse mu butwé bw'úmusózi wa NKÓMA, ngo yacîye yîca impfîzi yîwé, urusâto arubāmba ku mugina warímwo inzóka y'úbumara yǐtwa « inkóma ». Iyo nzóka ngo mu kuvá murí uwo mugina, yakúbise umutwé kurí urwo rusâto máze hūmvīkana ijwí ritōyí arí ryo bavugá kó ryǎsāmiranye gútyo ingoma y'Úburǔndi iba iratânguye. Ngo abāntu bó mu gihúgu baravúza impǔndu y'ákanyamunêzá n'íbikôko vyó mw'Īshāmba biratêkāna. Barabāza ingoma y'úmwǎmi mu gití kiníni c'úmurāma hā nyuma bayāmbikakó urusâto rw'împfîzi, ngo ni yó yabâye ingoma « Karyēnda ». Cāmbarantāma yērekanwa kuva ubwo nk'úmucûnguzi w'Úburǔndi, ajé gutwâra igihúgu kw'îzína ryā NTÁRE Rushatsi; yacîye ashînga umuganuro hamwé n'ûrwêgo rw'ábacâmânza.Yaráshīnze kǎndi imirwa mikúru y'úbwǎmi aragena n'ívyǐbare vyūbáshwe.

(BAHENDUZI M., 1991: 12; VANSINA J., 1970: 70; MWOROHA E., 1987: 106-198; NDORICIMPA L. et GUILLET C., 1984: 27; NSANZE A., 2001: 125).

**Ntáre y'î Nkóma** [ntárę̀ jíì nkómà]:

Ni izína ry'íbānga ryăhāwe umuganúza yămūka ku musózi wa NKÓMA.

Ntáre y'î Nkóma rēró yarí uwā mbere mu baganúza, yarí afise icĭbare i NKÓMA hamwé n'úrugó i GIKÔNGE. Ico cĭbare cări gítūnze, cătegerezwa kuvamwó ibifūngurwa vy'ábāntu bîwé ku mŭsi mukúru wó kubíba amasáka. Uwā nyuma yabâye Ntaré y'î Nkóma yĭtwa Mahĕmbe (mu 1919) mwĕne Nyamateke mwĕne Sīné.

(NSANZE A., 2001: 137-138; BAHENDUZI M., 1991: 44).

**Ntārugéra** [ntààrùgę́rà] **(±1860 – 1921):**

Ni umuhŭngu wa MWÊZI Gisābo n'úmwămikazi w'úmunyákarama yĭtwa Musaníwăbo (mu kīnjana cā 19), yabá i Gihĭnga kū nkēngēra zā Ruvúbu mu kubóko kw'úkubămfu.

Yarí umugánwa w'întwâri, ubwā mbere yĭtwa Sêrushānya bahava bamwīta Ntārugéra izína ry'úbuhizi ngo yarí «Ntārugéra atagerá urugămba» ngo kukó yăma atsînda intāmbara yagwâna n'ábagánwa bó mu Bwêru Kanugunu na Mbānzabugabo. Ntārugéra rēró yarágwānije Abatáre bó mu Bwêru atakó aragaruza iyo ntârá kukó abăyitwāra bĭgira abĭgēnga ntibûbahe ingoma ya MWÊZI Gisābo. Abo ngo ntibăja ku muganuro, ico kikaba cări ikimenyētso c'úkugūmūka. Ku muganuro, MWÊZI Gisābo ngo atábōnyé Ntārugéra ntiyagánura .

Yaráhagarikiye umwămi MUTÂGA Mbīkije (±1908-1915) mu butó bwîwé arí kumwé na RIRIKUMUTÍMA hamwé na NDÚWŬMWE. Yarábāye kândi umuhágarikizi w'úmwămi MWĀMBUTSA Bāngiricênge mu butó bwîwé mberé ngo ni wé yamwîmitse. Mu 1903, yaráserukiye MWÊZI Gisābo imbere y'Ábadăgi igihe băshāka kugiriranira amasēzerano. Yahávūye apfá mu 1921.

(MWOROHA E., 1977: 131; NSANZE A., 2001: 180; VANSINA J., 1972; BAHENDUZI M., 1991: 145).

**Ntibirāngwá** [ntìβìràànɡwà] **(±1800-±1860):**

Ntibirāngwá ni umugarariji yajé kugarariza ingoma ya NTÁRE Rugămba, yōba yárabâye umutwăre akoméye yarwânije NTÁRE inyuma gatōyí y'întângo y'íngoma yîwé.

Yarí umutwăre wó mu muryāngo w'ÁBATŪTSI b'Ábashōka, yatwâra intárá níni hagáti ya Ruvúbu, Ruvyirônza na BUYOGOMA mū ntāngo y'íngoma ya NTÁRE Rugămba. Yajé arí umugūmūtsi, avúga kó arí Ntáre. Yazánanye i NKÓMA acîye i GITÉGA (mu Kirimiro). Yarîgaruriye inká z'úmwămi avúga ati : « jēwé ndi umwămi, jēwé ndi umwămi. Navûkiye iyó NTÁRE yavûkiye kăndi

akagōmba kūngwānya nzōmwīrukana. Ni je ndí mukúruwé, wêwé ni murúmunānje, yarîhagiye ingoma ». Ntáre avyûmvīse yacîye acá mw'ī Higiro, agéze i Dukóbe bărarásanye imyāmpi n'ábāntu bā Ntibirāngwá bánēshejwe baratêshwa barahūnga. Ntáre aratúrira ingó zîwé aca ahashīnga ibigabiro. Ntibirāngwá yarácīwe umutwé bawēreka abāntu kugíra ngo bibabĕre akarorero.

(NDORICIMPA L. et GUILLET C., 1984: 71; MWOROHA E., 1987: 154; VANSINA J., 1972: 137; GUILLET C. et NDAYISHINGUJE P., 1972: 139 )

**Ntwêro** [ntwɛ́ɛ̀rò] **(±1300 - ±1600):**

Ni uwatwâra ubumanuko bw'Úburŭndi imbere y'íngoma ya NTÁRE Rushatsi (yatwâra Ubutūtsi n'Úmugămba wó mu bumanuko) arí kumwé n'ábahŭngu bîwé NSORO na JABWE.

Ngo yōba yázananye kū nkēngēra z'íkiyága Tānganika agerēra mu Butūtsi. Ngo yōba arí we yatúmye imvúra igwá mu mitūmba ahó bări bámaze igihe kirēkire bátayirônká bituma bámwēmera. Yahávūye kândi agérēra mu Mugămba wó mu Bumanuko. Abahŭngu bîwé JABWE (avugwá kó arí we yavyâye umwămi NTÁRE Rushatsi ku mugoré wa NSORO) yacîye agênzūra Umugămba wó mu bumanuko, NSORO na wé agēnzūra UBUTŪTSI.

- (rāba Nsoro)

- (rāba Jabwe)

(MWOROHA E., 1987: 106)

**Nyabúhoro** [ɲàβúhòrò]:

Ni izína ry'íngoma y'ámahóro yó mu cĭbare c'í BĀNGA. Yarí ifíse ingabé yĭtwa Ruvûzo. NYABÚHORO nka KARYĒNDA ntiyĭgera ivúzwa cānké ivânwa mū ngóro yâyo. Yarí ikánīshijwe urusâto rw'ímparage.Yarásonerwa cāne.

- (rāba ishusho igirá 10 mū nyóngerá)

(NDORICIMPA L. et GUILLET C., 1984: 121-122; BAHENDUZI M., 1991: 83; MWOROHA E. 1987: 260 ).

**Nyamwêru [ɲàmŋɛ́ɛ̀rù]:**

Ni uwarí afíse ibāngo ryó kubûmba inkóno y'úmuganuro bǎrikamwó amâzi yó gucūmba umutsíma w'úmuganuro.

Nyamwêru rēró yarárōndera abāntu bajá kūzana ibǔmba ryó guhîngūramwó iyo nkóno akabarōnderera ibifūngurwa. Ibití vyó gutúriza iyo nkóno vyǎri ivy'í Nyamuswāga, vyītwá « umugǒngore ». Iruhǎnde y'ǐyo nkóno, yarábûmba iyǐndi mibǐndi ibiri iherékeza iyo nkóno nkurú.

(BAHENDUZI M., 1991: 79).

**Nyamwīzá [ɲàmŋììdʒá]:**

Ni ingóro yarí ihâmbāye cāne mu vy'întwâro, yashîngura ibirwānīsho vy'í bwǎmi; abǎbirāba bǐtwa Abanyamitana.

Iyo ngóro yashîngurwamwó kǎndi insâto z'íbikôkó vyīshwé mu gihe c'úkuragura nó mu ruhǐgi, ní na hó abapfúmu b'úmuganuro bǎhāmba uruhǎnde rw'ínyama z'înká n'ínkokó bākorēsheje murí iyo migírwa; bǎhahāmba amara y'ínkokó zēzé. Ku muganuro, Imâna zêze, abapfúmu bǎca bávuza impǔndu, búno nyéne umwǎmi yacá azá mū ngoro kwā Nyámwîzá agakīngirwa n'ínkīnzo RWÂMO na RWÊRO; ABAGÁRA bǎca bágaragura amara y'ínkokó bárāba amagára y'úmwǎmi bati: « -Inyǎnge wā Sînzo, Inyǎnge Karima karimá amatōngo y'ábǎndi bagabo, Inyǎnge Rugānguza! ...» Ayo majāmbo yarí ayó kubwîra umwǎmi yûkó Imâna zêzé, umwǎmi afisé amahóro, Uburǔndi buzôtêkāna, níhagirá abânsi babutěra azôbatémagura, azôbatsînda, arimé amatōngo yâbo, azôbá Rugānguza, kó azôbanánira bӧse. Abapfúmu bǎsiga impǔndu zâsirana mw'īshēngero rirāríriye umuganuro bakaja kuruhūka n'ûkwǐfūngurira inyama z'íbimása zātisé.

(RODEGEM F.M, 1971: 215-217; NSANZE A., 2001: 118; BAHENDUZI M., 1991: 127-136; MWOROHA E., 1977 :121).

**Nyāngemânya [ɲààngɛ̀mááɲà]:**

Ni umunyamabānga w'úmuganuro. Ku muganuro, yarí umunyabīntu ni wé yazígama indyá n'ínyǒbwa .

Ukó ingoma zihīndútse, Nyāngemânya yarásubirizwa; yaráfasha abaganúza bakúru mu gutégūra ibifūngurwa vy'úmuganuro. Yabá ahāntu hǐtwa « Nyabugoro » iruhǎnde y'í Buryēnda. Atákiri murí iryo bānga yaráshobora kwābīrwa. Yatângwa n'īmiryāngo ikoméye kǎndi yasúbirirwa n'ǔmwe murí bavyârawé; uwā nyuma yarângūye iryo bānga yǐtwa Ntīhábӧse yarí umujîji w'Úmuhútukazi.

(RODEGEM F.M, 1971: 232; NTAHOMBAYE P., 1983: 50; BAHENDUZI M., 1991: 151; NDORICIMPA L. et GUILLET C., 1984: 164).

**Nyarurago** [ɲàrùràgò]:

Yarí indăva níni yarímwo nka zítatu cānké ziné zisomékeranye. zăjīshwa i Burămbi-Buremēra mū ntâra ya Rumōnge.

Ku muganuro, Nyarurago zăba nyĭnshi : i Buryēnda hări imwé y'úmwămi, iyĭndi ya KARYĒNDA, iyĭndi ya KIRĀNGA, iyĭndi y'úmugabekazi n'íncoréke z'úmuganuro n'íyĭndi y'úgukīngiriza umwînjīrwá w'í Buryēnda. Izĭndi zăshīngurwamwó amakōmbe n'íbĭndi bikórēsho vy'úmuganuro nk'íngeyo zā KIRĀNGA, Amasînzo Nyabarima, amacúmu n'úbuhiri. Ni có căfuka KARYĒNDA, căjīshwa mu vyătsi vyītwá « imishikirizi » ; kikajīshwa n'ábăntu bó mu muryāngo w'ÁBAHÂNZA. Kurí MWĀMBUTSA Bāngiricênge, căjīshiwe mu Ruhânza murí komĭne Burămbi. Ku mŭsi w'úmuganuro, umwămi yĭcara kurí Nyarurago yîkīnze inkīnzo RWÂMO na RWÊRO.

(RODEGEM F.M, 1971: 215; NTAHOKAJA J.B, 1978: 130; NDORICIMPA L. et GUILLET C., 1984: 184).

**Nyenúmugămba** [ɲɛ̀númùgàámbà]:

Ni izína ry'íbānga ryăhābwa uwasúbirira nyina w'úmwămi iyó atānzé.

Bămutōra kukó umwămi atĭma atâ mugabékazi aharí kukó băvuga kó ubwămi babusângiye. Umwămi yarámwĭtūra mu migírwa ikoméye. Yatôrwa mu muryāngo w'ŭno yashēngéye. Nk'ákarorero, mu 1935, Nyabikāka yarí ajêjwe iryo bānga yarí umunyágisáka akaba mwĕnewâbo na Ngezahăyo umugabékazi w'úmwămi MUTÂGA Mbīkije.

(NTAHOMBAYE P., 1985: 50; GAHAMA J.M 1983: 358; BAHENDUZI M., 1991: 152; GAHAMA A., 1980)

**Nzóbe y'í Kirwa** [ndʒóɓɛ̀ jí kʰìrgwà]:

Ni izína ry'íbānga ryăhābwa umwé mu banyamabānga b'úmuganuro akaba yába mu cĭbare c'í Kirwa hamwé na Inankoni.

Ni umwé mu banyamabānga b'úmuganuro. Yarí afíse urugó rwîwé i Buzóbe. Ku muganuro yarí mu băzana imibĭndi y'ûbûki kăndi yarí ajêjwe kwēgeranya impfĭzi zó kubâga hamwé n'ízĭndi mfŭngurwa akazijāna i Buryēnda hamwé nó gutégūra umutsíma w'úmuganuro. I Kirwa yarí ahāfise imitŭmba

myǐnshi: Bucāna, Rwíntǎmba, Mujējuru na Muhagaze (rāba ikáratá ya 2). Uwā nyuma yarângūye ibānga ryā Nzóbe y'í Kirwa yǐtwa Kēbeya (±1910 – ±1930).
(NDORICIMPA L. et GUILLET C., 1984: 180)

**Ririkumutíma** [rìrìkʰùmùtímà]:

Ni umwǎmikazi w'7 wa MWÊZI Gisābo bǎvyāranye abahǔngu batānu : Karabôna, Bishīnga, NDUWǓMWE, Bāngura na Ngānguzi.
Ririkumutíma rēró yarí afíse icîzēre kó umwé mu bahǔngu bîwé azôtôrwa ngo ajé kū ngoma. Aríko yarátāngāye cāne abônye hátōwe MUTÂGA Mbīkije, umuhǔngu w'úmwǎmikazi Ntibanyǐha (umugoré w'12 wa MWÊZI Gisābo). Ririkumutíma rēró afáshijwe n'ábahǔngu bîwé bǎcīye bágerageza kwǐca Ntibanyǐha gútyo aca yīgira kó arí we nyina wa MÚTĀGA Mbīkije. Abarǔndi rēró bāma bîbaza ngo ni wé muvyêyi wa MÚTĀGA Mbīkije. Ririkumutíma yavá mu muryāngo w'Ábanyákarama kǎndi yarí afíse urugó rwîwé i Ndāgo. Mū ntângo y'íkīnjana cā 20, inyuma y'îtânga ryā MWÊZI Gisābo, uwo mugabékazi yarágize uruhára runíni mū ntwâro. Agêndeye abatégetsi b'ábanyáburáya, uwo mukényezi yǐvugira bukê buké, adáshibáguzwa, yǐyerekana nk'úwucîye ubwênge. Ririkumutíma yarí atūnzé, akaba kǎndi murēmure avyibúshe. Yarí afíse umutíma mwīza cāne, yarája gushikiriza umwǎmi ibibázo vy'ábanyágihúgu. Bǎri bâmutāzīriye Bizima kubêra ukūntu yarí afíse amagára mêza n'úmutíma mwīza. Abāntu bǎrakûnda umugabékazi Ririkumutima kubêra yabávugira ku mwǎmi atárāvye nkûnzí. Yahágarikiye ingoma y'Úburǔndi mu búto bwā MÚTĀGA Mbīkije na MWĀMBUTSA IV Bāngiricênge ahava atānga mu 1917.
(GAHAMA A., 1979: 15-17; MWOROHA E., 1977: 130; NSANZE A., 1980: 11-12; NSANZE A., 2001: 129)

**Rubâmbo** [rùɓáàmbò]:

Ni izína ry'ígishēgu gikúru cā KIRĀNGA.
Uwu yarí umukwé wa KIRĀNGA, akaba umukúru; ni wé yarí indemêsharúgǎmba, ni wé yagába izǐndi nkóro (ibishēgu bikúru) na bwā Nyakēre (ubushēgu butôbutó). Uwu ni wé yárǎzwi nk'úwukîngira abapfúmu ; yarí afíse amazína mênshi nka Rubāmbo-Rutarí –imbǎmbāne-mu kiyága, na Kiniga-bukombe na Sêrutwá. Ngo yōba yápfūye yîyahuye.
(RODEGEM F.M, 1970: 874 ; TROUWBORST et al .1962 :157, SCHERER 1962 :216) cité par RODEGEM F.M., 1700 :910 ; RODEGEM F.M, 1971: 229-251).

**Rubūngīra [rùßùùngìírà] (± 1890 - ± 1980):**

Ni umutwăre w'í BUNYĂNGE, yarí umunyănge w'í MPOTSA mū mpéra y'íkīnjana cā 19, yarí kăndi umukúru w'ábanyamabāga b'í Mpotsa. Ni wé yarôngōra abăkora impŭzu z'íbití zămbarwa na RIRIKUMUTÍMA. Yarí améze nk'umwămi mu cĭbare c'í Bunyănge.

Rubūngīra ngo yarôngoye abagóre batatu: uwā mbere yĭtwa Nkānga, umunyákaráma, uwa kabíri Ndīmbānye yarí uwó mu muryāngo w'Ábasapfu; uwa gatátu Mwīgema wó mu muryāngo w'Ábasapfu. Rubūngīra yarí afíse abatwăre batôyí bămwūngānira, yarí Ntâkagero, Magĕnge, Kimamara, Gahânza, Ndîhoreye na Maganagé. Yarí afíse abahŭngu Sêgămba na Gakavyi.

(c) Imitŭmba ya Rubūngīra yarí:

1. BUNYĂNGE: Murehe, Uwînkôna, Mucîro na Magoro
2. NYAMIGOGÓ: Ruvubú, Kaburûngu, Rutênderi
3. RUTOBÓ: Gasurú (GAHAMA A 1979: 32).

(GAHAMA A., 1979 : 25; NSANZE A., 2001: 19; MWOROHA E., 1987: 131)

**Ruburisoni [rùßùrìsónì] (± 1910 - ±1930):**

Ni uwā nyuma yabâye Mukâ-Karyēnda yarí umuhútu wó mu Barima

- (rāba Mukâ-Karyēnda)

**Ruhaga [rùhàgà] (± 1810 - ±1840) :**

Ni umwămi yatwâra intârá y'Úbuyogoma kū ngoma ya NTÁRE Rugămba .

NTÁRE Rugămba rēró ngo yagômba kwîgarurira iyo ntârá arí bwo yabájije abapfúmu bamubwîra kó azôtsīnda Ruhaga. Bavuga kó intāmbara yatânguye yakómōtse ku bakŏbwa bā Ruhaga: « Ngo NTÁRE Rugămba yarûngitse intumwá kubwîra Ruhaga kó akenéye kó amushĭngira umukŏbwa, Ruhaga aca amuha Gikôré. Aríko umusuku wó ku kirīmba kwā Ruhaga yacîye azá mu Burŭndi abwîra NTÁRE Rugămba kó bāmuhĕnze mu kumúha umugoré mubí kândi hârihó mwîzá cāne yĭtwa Juru-rya-kugwa. NTÁRE Rugămba ngo aca arūngika iyĭndi ntumwá kwā Ruhaga ivugá kó akenéye na Juru-rya-kugwa aríko Ruhaga arânka; NTÁRE Rugămba ni kwó kuhîshikira gutôra Juru-rya-kugwa ngo gútyo intāmbara ya bé na Ruhaga iratângura. Kubêra ubuhĭnga nsígabwênge bwā NTÁRE Rugămba, ngo yarátsīnze Ruhaga ngo ahó umwāmpi yamúrashe wamúkurikira iyó ahūngíye hŏse gútyo aratwâra Juru-rya-kugwa (aba umwămikazi wîwé hamwé na mwênewâbo Gikôré), aránīgarurira Ubuyogoma bwŏse. Ngo abo bămikazi 2 băcīye bágōmba guhōra sé, bătumye umusuku

wa NTÁRE Rugămba inzóka yītwá « inkóma » bayishira mu giseke bashira mūsí y'íkirwa kugíra izé gukómora NTÁRE Rugămba apfé. Aríko ngo ntíbĕrewe kukó imbwá z'úmwămi zăgumye zíkuga zâmōtewe n'úmwŭka uvá murí ico giseke. Umwămi abímenye yūgaranira abo bîcanyi mu kazu gatôyí kazūngúrijwe n'ámahwá ngo bahava bīcirwayó n'ínzara.

(MWOROHA E., 1987: 149-150).

**Rukīnzo** [rùkʰììndʒò]:

Rukīnzo yarí ingoma y'íkimazi y'umwămi ikaba yĕrekana ububăsha bw'úmwămi. Yagêndanira umwămi iyó aroyé höse, warí nk'úmugēnzo.

Yarí iya kábiri inyuma y'íngoma Karyēnda. Yacûngwa n'ábāntu bĭtwa « Abaramutsa » bó mu muryāngo w'ÁBASHŨBI. Uwarâba Rukīnzo azwí yĭtwa umuramutsa Rusoba sé wa Rushānya. Rukīnzo yagúma ihágaze kū nkĭngi kukó atā maguru yarí ifíse, yarí ifúkīshijwe insâto zibiri, rumwé rw'ímparage, urŭndi rw'împfĭzi yĭrabura hējuru.Yavúzwa imĭsi yöse mu gitôndo nó ku mugórōba. Uwŭndi yayíraba yarí umutângampŭndu yatôrwa mu Bashênyi, uyu ni wé yavúza impŭndu mu gihe mugēnziwé (umuramutsa) ayivugíje iryā mbere. Yashîngurwa mū ngóro kwā Sêntáre, ni yó yatângānza umuganuro kăndi ní yo yūgara ibirori (imigirwá). Yasúbirizwa ukwó hīmyé umwămi mushăsha igakanwa n'ábaganúza b'í MAGĂMBA kăndi iya kêra igasubira i MAGĂMBA.

(WEINSTEIN W., 1976: 248; NDAYISHINGUJE P., 1978: 14; BAHENDUZI M., 1991: 136-143-176; BOYAYO A. etBUTARE Th., 1970: 13; MWOROHA E., 1977: 159; NSANZE A., 2001: 314; RODEGEM F.M, 1971: 221; CHRETIEN J.P, 1993: 24; MWOROHA E., 1987: 216).

**Rutênderi** [rùtʰéèndèrì]:

Yarí intāma y'ígiterékērwa c'í bwămi. Iyo ntāma yabá mū ngóro kwā Mbíbe ikōngera igafásha mu migírwa y'úmuganuro. Yarí ifíse akarwi k'íntāmakazi yarágirwamwó.

(BAHENDUZI M., 1991: 158 ; NDORICIMPA L. et GUILLET C., 1984: 216).

**Rwâmo** [rgwáàmò]:

Yarí inkīnzo y'úmwămi.

Iyi rēró yarí ishárijwe n'úruhwîjimá, yâmbaye amayugi, máze amacúmu Mutâga na Mwāmbutsa yarí ayínyuranijekó. Rwâmo yajîshwa mū ntsĭnga.

(RODEGEM F.M, 1971: 214-245; NTAHOKAJA J.B, 1978: 130).

**Rwāsha [rgwàáʃà] (±1810 - ±1860):**

Ni izína ry'úmugánwa, umuhŭngu wa NTÁRE Rugămba n'úmwămikazi Nziramibāngo.
Rwāsha rēró, umwé mu bahŭngu bā NTÁRE Rugămba, yarí umurwānyi akoméye yatwâra UBUYOGOMA mbére sé ni wé yĭkorakó mū ntāmbara. Yarí yágenwe na NTÁRE Rugămba ngo atwāré ubumanuko bushīrá ubuseruko (mu Bunyāmbo); yahâwe imitŭmba ya Gitāba, Rutana, Nkōngero, Makākwe, Nyamuré, Gatakāzi, Bugūnga, Ishănga, Mugomera, Bikēmbe, Kirīnzi, Maganahé, Nkóma, Mugōndo, kuva aho gushika ku Muragarāzi hamwé n'ígipănde cā Mosó. Abămwāmūtsekó băgumye bátwāra ubuseruko bw'ígihúgu gushika ku mūzo w'ábazŭngu.
(RODEGEM F.M, 1971: 244; MWOROHA E., 1987: 218; GUILLET C. et NDAYISHINGUJE P., 1987: 253; VANSINA J., 1972: 185).

**Rwêro [rgwέὲrò]:**

Yarí inkīnzo y'úmwămi.
Rwêro na yó nyéne yarí isákājwe uruhwîjimá, yâmbaye amayugi (utu ni udusharizo abîyeretsi bămbara cânké agahēko umwâna w'úmunăni yămbikwa) anyuránijwekó amacúmu: Ntáre na Mwêzi. Yabâzwa mu gití c'úmurīnzi. RWÂMO na Rwêro rēró zări inkīnzo cânké ingabo z'úmwămi. Ku muganuro, umwămi ni zó yĭkīnga.
(RODEGEM F.M, 1971: 214-245; NTAHOKAJA J.B, 1978: 130).

**Rwōga [rgwòògà] (±1870 - ±1900):**

Yajé nk'úmugarariji yarwânya umwămi MWÊZI Gisābo, yămūka mu Buha ahava ashīnga imizi mu Kumóso nó mu Buvúgarimwé ; hā nyuma mu Buragáne, mu Bunyāmbo nó mu Bukurira.
Uwo mugarariji Rwōga yarwânije ingoma ya MWÊZI Gisābo mu myâka y' 1870 mu bumanuko bw'ígihúgu (mu Buragáne) kukó yarí afáshwe mu mugôngo n'ábagánwa bamwêbamwé b'Ábatáre nka Bítōngore. Yarábâga ibitŭngwa yasáhura akagirira imīsi mikúru abāntu kugíra bamwĕmere gushika ahó bamutăzīra « Rugaba-misoso ». Yahávūye yîcwa n'ábāntu bā Rúgabé (umuhŭngu wa Rwāsha) igihe zâba ingabo zā Busumano cānké iz'ábahŭngu bā Birori bări bâranániwe.
(MWOROHA E., 1987: 236 -336; NDORICIMPA L. et GUILLET C., 1984: 78 ; NDAYISHINGUJE P. et GUILLET C., 1987: 223 ).

**Sêbudāndi** [sέὲβùdàándì] **(±1850 - ±1907):**

Ni umugánwa yagíze akamaro kadasānzwé mu vy'întwâro mū mpéra y'íkīnjana cā 19. Yarí afíse abagóre babiri: Nyānzira na Kárĭnganire .
Sêbudāndi rērό ni umwé mū mfúra z'úmwǎmi MWÊZI Gisābo yarí afíse intârá ntôyí kurí Gihĭnga mu myâka y'1890. Yarâguye intârá yîwé gushika mu bumanuko bwā Siguvyâye : yagérēreye i Vyānda ahó yĭrukanye Sêruvâga, umuhŭngu wa Múdari (akaba sé wa Bárănyanka); yarîrukanye kăndi abăndi bahŭngu n'ábŭzukuru bā BIRORI. Ku rupfú rwîwé mu 1907, yaráze abahŭngu bîwé Ndugú, Hararâwe na Ndarishikije intârá yāgútse igizwé na Butūtsi, Buragáne, Bukurira.
(MWOROHA E., 1987: 233-249; RODEGEM F.M, 1965: 65).

**Sêmasáka** [sέὲmàsákà]**:**

Ni ingabé, inká y'íkimazi ifisé amabānga y'úbwǎmi. Băyīta ukwó kubêra yakórēshwa mu migírwa y'úmuganuro.
Iyo ngabé yarîrabura ikagira ibára ritôyí ryērá n'ákabára gatōyí kērá ku mutwé n'ákăndi kū nda (ibára ry'íkigabé), yarí ifíse ahó yarágírwa yatégūriwe yônyéne. Yarí ifíse ingabékazi zâyo 20; Sêmasáka ntiyarîsha ibishákasháka imbere y'ûkó umuganuro ubá, ibishákasháka vyâyo vyărimīrwa gushika umwǎmi agánuye ikabona kubírīsha. Yaramúka itírimukiye mu bishákasháka, abŭngere bâyo băragésera. Ku muganuro, ni hó yarîsha ibishákasháka, ni na hó umwǎmi yafûngura umutsíma w'ámasáka agakoza imbogá z'ámababi y'ámateke atētsé. (Amateke rērό băyīta « amaganúza » kukó amababi yâyo yarí mū mfūngurwa z'úmuganuro; ubûki bwăkorēshwa ku muganuro bwĭtwa « ubuganuza »). Iyo ngabé yarí ifíse uruhára runíni ku muganuro, mu gutégūra isúgi, umwâka (umutsíma wakórēshwa murí uwo mugírwa), băfata utugānga twâyo bakatuvānga n'âmazi n'ífu bagacūmbana; ni na có gitúma băyirīnda kuryá ibishákasháka imbere y'úmuganuro;
Sêmasáka rērό ntiyarí isânzwe, ntāwashóbora kuyîca, ntāwaryá inyama zâyo ndetsé ntāwakûrakó ubwŏya bwâyo. Yĭtwa kăndi « Kimazi »; yarí ifíse imiziro n'ímihámuro kăndi yarûbahwa cane. Igárutse mu ruhŏngore rwâyo yăkīrwa n'ímpŭndu. Abâza kurāba umwǎmi bagahūra n'ĭyo ngabé băca báhagarara imbere yâyo bakayiramutsa bákoma amashí bánayitāzīra. Abărārīra Sêmasáka bătōrwa mu băntu būbáshwe ku kirĭmba mu muryāngo w'ÁBATŪTSI b'Ábanyákarama (hări uwĭtwa Barikĕsha na Nkurikiye umuhŭngu wa Barikĕsha);

Sêmasáka yǐma ku mūzo w'úmwǎmi mushǎsha. Iyā nyuma yó kurí MWĀMBUTSA yapfûye kubêra ubusâza ku musózi wa Kiryôhé. Kw'īyímikwa ry'úmwǎmi NTÁRE V Ndîzēye, bǎgīye kurōndera Sêmasáka nshǎsha mū ntâra ya Ngōzi.

(RODEGEM F.M, 1971: 218-220; NDAYISHINGUJE P., 1978: 17; NDORICIMPA L. et GUILLET C., 1984: 186; GAHAMA J., 2001: 364; BAHENDUZI M., 1991: 16-17-156-157; NSANZE A., 2001: 83-154; MWOROHA E., 1977: 161)

**Sêntáre** [sɛ́ɛ̀ntárɛ̀]:

Ni ingóro y'ímǎnza, ni yó yabamwó ingoma « RUKĪNZO ».

Iryo zína ryērekana ahāntu bacīrá imǎnza; mu matêká y'Úburǔndi bǎriroranīsha n'úmwǎmi wā mbere NTÁRE Rushatsi bavugá kó arí we yazánye intǎhe mu Burǔndi. Kū ngoma y'Úburǔndi, ahó bǎcīra imǎnza hōse hǐtwa Sêntáre :

-Urubǎnza rwó ku mugina : Sêntáre y'ǔrwo rubǎnza yarí igízwe n'ábashîngantǎhe hamwé n'îvyârihó. Aba bǎca imǎnza ntôntó : ubusúma, abǎtāse. Iyó arí imvo zikoméye cānké zērékeye ivy'întwâro, bǐtūra Sêntáre y'i butwǎre ;

-Sêntáre y'í Butwǎre yarôngōrwa n'úmugánwa cānké umutwǎre cānké igasasamwó abashîngantǎhe bǎtōwe n'âbó . Urwo rubǎnza rwǎri rúhāmbāye cāne rwǎrāba ibīntu bikoméye (nk'ûbwîcanyi n'íbǐndi) ;

-Harího ubwā nyuma Sêntáre y'í bwǎmi, yarí hējuru ya zōse; vyǎba vyârêngeye abagánwa bagaca bábijāna i bwǎmi mu bashîngantǎhe bó ku rurīmbi (ahó bǎcīra imǎnza i bwǎmi). »

(RODEGEM F.M, 1971: 247 ; NDORICIMPA L. et GUILLET C., 1984: 128; BAHENDUZI M., 1991: 162 ; SIMONS E., 1944: 127).

**Tīnya** [tììɲà] **(± 1910 - ±1930):**

Ni uwā nyuma yarângūye ibānga ryā Mwāmbutsa w'í Magǎmba.

- (rāba Mwāmbutsa w'í Magǎmba)
- (rāba Magǎmba)

**Twărereye [twàárɛ̀rɛ̀jɛ̀] (± 1815 - ±1830):**

Ni umugánwa umwé mu bahŭngu bā NTÁRE Rugămba, umwé murí bĕnewâbo bakúru bā MWÊZI Gisābo (abăndi bări NDÎVYĀRIYE, RWĀSHA na BIRORI);
Bavuga kó Twărereye yōbá arí we yarí samúragwá w'íngoma yarí gutângura mu 1852 inyuma y'îtânga ry'úmwămi NTÁRE Rugămba sé wîwé. Inyuma rēró yŭko gutânga, hărādutse urwîmo hagáti yaTwărereye n'ábashígikiye MWÊZI Gisābo bări bárōngōwe na NDÎVYĀRIYE. Intāmbara ikoméye yabēreye mu cĭbare c'í Murāmvya. Ivyĭbare vyā Búkēye, Mbuye, Murāmvya na Kígănda vyărafáshwe na Twărereye. RWĀSHA na BIRORI bări bâgīye kurōndera intêko mu bumanuko băragárutse mū nyuma gufásha intêko zā Ndîvyāriye. Intāmbara ikoméye yabêreye i Nkŏndo. Twărereye ahava aratsîndwa arîrukanwa mu vyĭbare vy'í bwămi máze Ndîvyāriye ahīmika MWÊZI akíri imfyûfyú. Twărereye rēró kukó arí we yavúgwa kó yōbá arí samúragwá yarí yágenwe ubwā mbere yarânse kwêmera MWÊZI Gisābo mberé yamúfata nk'úmugarariji. Abămuyobōka bărīgaruriye ivyĭbare vy'í bwămi; Ndîvyāriye ahava arahūngana MWÊZI Gisābo i Nyamiyaga mu Mugămba. Abagánwa Rwāsha na Birori băraje gufásha kurwānya Twărereye máze ingabo zîwé zirîcwa cāne i Nkŏndo aho hăsigaye akagáni ngo : « biracîtse nk'îvy'í Nkŏndo ». Twărereye rēró ngo yōbá yápfīriye murí iyo ntāmbara cānké inyuma yâho gatôyí hăfī y'í Mugera. Abahŭngu bîwé bărīshwe abăndi barahûnga: umwé murí bo Rubâmba yōba yáragérageje kwîgira umwămi i Mutāho aríko birânka.

(MWOROHA E., 1987: 208; NSANZE A., 1980).

**Ubugesera [ùɓùgɛ̀sɛ̀rà]:**

Ni intârá kāmá y'Úburŭndi yabwêgukiye mū mpéra y'íkinjana cā 18.
Ubwā mbere Ubugesera cări igihúgu cĭgēnga, cări gífise ingoma yĭtwa Rukômbamâzi n'íngabé yĭtwa Rushya; Abahŏndōgo bó mu muryāngo w'ÁBATŪTSI ni bó băramutswa ingoma y'Úbugesera. Ubugesera bwătwārwa na Nsoro bătāzīra Nyabarega mu migáni y'ÚBURŬNDI. NTÁRE Rugămba rēró yarátēye uwo mwămi Nsoro (hagáti y'1796 n'1801) kugíra amwăke ico gihúgu cēgúkire Uburŭndi. Nsoro yacîye yîmba icōbo yĭse « inyabarega» yahûngiramwó imyāmpi aríko ntíyŏrohewe kukó NTÁRE Rugămba yacîye amútuma inzuki amúbwīra ati: «ujé hējuru ndagutúme inzúki, ujé mu kuzímu ndagutúme ifúku». Nsoro rēró ngo yahávūye atsîndwa aca ahūngira mw'Īzĭnga ry'íkiyága Cōhôha ahó atāwōngeye kumúbona; gútyo NTÁRE Rugămba arîgarurira igicé kiníni c'ĭco gihúgu kiba

intârá kāmá y'Úburŭndi. Ikĭndi gicé gitôyí c'Úbugesera cĕgukiye URWĀNDA (kū ngoma ya Mibâmbwe Sêntābyó).
(MWOROHA E., 1987: 145-147; BOYAYO A. et BUTARE Th., 1970: 11; NDORICIMPA L. et GUILLET C., 1984: 26).

**Ubugúfi** [ùβùɡúfī]:

Ni intâra yarí yêgereye Uburŭndi; umwămi NTÁRE Rugămba yarayirwâniye ayihomeka k'Uburŭndi. Ubwā mbere Ubugúfi bwĭtwa Ubuhăngānza, intârá irí mu burârūko bushirá ubuseruko bw'Úburŭndi. NTÁRE Rushatsi yarí yáshinze iyo ntârá uwĭtwa Mpēhe wó muryāngo w'Ábaswēre, uyu yaráhāwe n'íngabé Muhabūra. Mpēhe yarátēje imbere iyo ntârá ahêreye ku murwa mukúru warí ku mutŭmba Shīnga. Abămusubiriye Cabānga na Mpūmuriza băkomeje kuyítēza imbere aríko kū ngoma ya NTÁRE Rugămba, uwayítwāra yĭtwa Barāmba yarámugûmūkanye ashâka kwîhagira inká z'úmwămi, ni hó uwo mwămi yarûngikayó abāntu bîwé ngo bajé guhana abo bagarariji aríko ntibăbishoboye. NTÁRE Rugămba yahávūye yîtūra umupfúmu wiwé Runyota gútyo abahŭngu b'ŭyu (Rugeyo na Sêmbwá) bărashóboye kwîca Barāmba; gútyo umwămi aca arîgarurira iyó ntârá y'ÚBUGÚFI.
(NSANZE A., 2001: 5; MWOROHA E., 1987: 150-151).

**Ubuha** [ùβùhà]:

Ni igihúgu umwămi NTÁRE Rugămba yarwâniye agihomeka ku BURŬNDI.
Mu kīnjana cā 18, Ubuha bwări búkomeye cāne aríko bwăhavūye butītūrwa n'íbīza vyó hānzé y'ígihúgu vyătumye Ubuha bwîgaburamwó uducé 6 tutŭmvīkana. Kū ngoma ya NTÁRE Rugămba, umwé mu bahŭngu bîwé Rwāsha ni wé yashînzwe ubuseruko kugíra arābé ico gihúgu.
(NSANZE A., 2001: 5; MWOROHA E., 1977: 138; MWOROHA E., 1987: 151).

**Uburŭndi** [ùβùrùúndì]:

Ni igihúgu cări gitôyí gihava kirâguka kū ngoma ya NTÁRE Rugămba (rāba ikáratá y'14).
Hari Uburŭndi bwĭtwa « Uburŭndi bwā Nyaburūnga » bwări Uburŭndi bwā mbere bwăshīnzwe kăndi butwārwa n'úmwămi wa mbere NTÁRE Rushatsi. Ubwo Burŭndi rēró bwări hagáti ya Murēmbwe na Ruvyirônza, bwări mu vyībare vy'ábămi vyăgabwa n'ábăhŭngu bā NTWÊRO, NSORO na JABWE. Uburŭndi bw'ŭbu rēró ni Uburŭndi bwăshīnzwe n'úmwămi NTÁRE Rugămba bugizwé n'Úburŭndi bwā Nyaburūnga hamwé n'intârá zŏngewekó n'ŭwo mwămi. Uburŭndi bwăgumye arí igihúgu căgumije akarānga mu vyó kwāmbara kukó impŭzu z'íbití zăvūyehó mū ntângo y'í 1930. Ku bijânye

n'înyúbako, impŭzu n'ûmûnyu mu Burŭndi, aho hāmbere bākorēsha ibitĕrwa. Nk'ûmûnyu mu Burŭndi wavá mu masí y'îvyûnyūnyú y'í Buha cānké mu bumanuko mu masí y'ûmûnyu ya Uvīnza. Ubuzima bw'întwâro mu Burŭndi bw'ímbere y'Ábakoroni bwări bwîgānziwe n'ábagánwa bó mū nda y'íngoma bări bágize umuryāngo w'úmwămi. Kurí MWÊZI Gisābo bări ubwā mbere bĕnewâbo n'úmwămi, hā nyuma abahŭngu bîwé na bávyārawé. Abo ní bo bătegeka intârá atarí nké z'í bwămi : mu burârūko Umugămba wó mu burârūko, yahávūye yîtwa Buyēnzi na Bwêru; hagáti nó mu buseruko Kirimiro, Buyogoma na Kúmosó ; mu Bumanuko Umugămba wó mu bumanuko, Ubutūtsi, Ubunyāmbo n'Úburagáne.

(MWOROHA E., 1987: 40-115-218; NDORICIMPA L. et GUILLET C., 1984: 12-13-40; GUILLET et NDAYISHINGUJE P., 1987: 26-243).

**Ubutūtsi** [ùβùtʰùtsì]:

Ni intârá kāmá y'Úburŭndi irí mu bumanuko bw'ígihúgu (rāba ikáratá ya 3). Imbere y'íngoma ya NTÁRE Rushatsi, iyo ntârá yatwârwa na NSORO umuhŭngu wa NTWÊRO.

Mū nyuma, iyo ntârá yabâye iy'úmugánwa SÊBUDĀNDI (umwêzi), umugánwa Rugabé n'úmuhŭngu wîwé Ntēturuye, yarângwamwó abāntu baké aríko yarí itêye imbere mu bwôrōzi. Murí iyo ntârá, imiryāngo yaráfasha mw'ītûngānywa ry'úbuzima bw'ígihúgu. Ni na yó yatânga ubûki cāne, vyăgirwa kabiri mu mwâka.

(NSANZE A., 2001: 166-182).

**Ubuyogoma** [ùβùjògòmà]:

Ni intârá kāmá imwé mū ntârá kāmá z 'ÚBURŬNDI (rāba ikáratá ya 3).

Iyo ntârá yarwâniwe n'úmwămi akoméye NTÁRE Rugămba mu kīnjana cā 19 atakó arayítsīndira ayihomeka ku BURŬNDI.Yayâtse umwămi RUHAGA wó mu Buyūngu (intârá yó mu Buha bwó mu Burârūko aca ayishīnga umuhŭngu wîwé RWĀSHA ngo ayitwăre; Yabamwó abāntu bĕnshi na cānecâne abôrōzi ; ni na hó abāntu băgurira ubûki n'ámasáka.Mū ntângo y'í 1890, yarátēwe n'íngabo zabā kávāmahănga bīta « Batuta », abarŭndi na bó bătāzīra « Ababwibwi » ni ukuvúga « abāmbuzi, abagarariji ».

(MWOROHA E., 1987: 239; NSANZE A., 2001: 3-8; NDORICIMPA L. et GUILLET C., 1984: 101).

**Ukumóso** [ùkʰùmósò]:

Ni intâra kāmá y'ÚBURŬNDI, yarângwamwó umûnyu mwĭnshi.
Hagáti ya 1896 na 1898, abamisiyonări bătatânguje murí iyo ntârá imisiyôni ya MISÚGI yahávūye yîmurirwa mū nyuma i Muyaga (abo rēró bĭnjira mu gihúgu bácīye mu Buseruko) (MWOROHA E., 1987: 170-221-247).

**Urwānda** [ùrgwààndà]:

Ni igihúgu gihāná urubíbe n'Úburŭndi mu burârūko.
Mu kăhise k'Úburŭndi, Urwānda ruravúgwa cāne mberé hari ibihe vy'Úburŭndi bidōndôrwa báfatiye ku kăhise k'Úrwānda aha twōvuga nk'ábămi bamwêbamwé: ingoma ya NTÁRE Rugămba yabângabānganywe n'îy'ábămi batatu b'Úrwānda Mibâmbwe Sêntābyo, Yuhi Gahīndiro na Mutára Rwōgéra; iya NTÁRE Rushatsi yabângabānganywe níya Mibāmbwe Gisanura, Yuhi Mazimpaka na Karemēra Rwāka b'Úrwānda,...Hărabâye intāmbara nyĭnshi hagáti y'ábămi b'Úburŭndi n'ábămi b'Úrwānda bápfa intârá zimwêzimwé zăhāná urubíbe.

- (rāba Mutâga sênyamwīzá)
- (rāba Ubugesera)
- (rāba Ntáre Rugămba)

**Vyāno** [vjààǹò]:

Yarí umugabékazi wa MWÊZI Gisābo; ni wé yabâye umugoré wā nyuma wā NTÁRE Rugămba (±1850) arí we băvyāranye umwămi MWÊZI Gisābo.

- (rāba MWÊZI Gisābo).
- (rāba NTÁRE Rugămba)

(MWOROHA E., 1987: 158)

**Yānza** [jààndʒà]:

Warí umutŭmba warí mu cĭbare c'í KIRWA aríko ugatwārwa n'ábaganúza babiri NZÓBE Y' Í KIRWA na INANKONI. Kurí uwo mutŭmba ni hó bărima amasáka y'úmuganuro.

- (rāba Kirwa)
- (rāba ikáratá ya 2)

## VI. GUSÔZÊRA

Bā sōkúru bărayamáze bati: « Ntā wĭga kubûmba ngo ahēré kū ntāngo », ni có gitúma mvúze kó iki gikórwa kidasabá kwūngānirwa nōbá mbêshe cāne. Aríko « isórōsóro rigwīrira iyó riroyé», túgīye twôngera isemo ku yĭndi tuzōtīnda dushitsé ikivi.

Túcīyumvīra iki gikórwa « Umugămbi wa Kazīndūzi y'ámazína y'úruháro yērékeye ingoma y'Úburŭndi kuva mū kīnjana cā XV gushika mū ntângo y'íkīnjana cā XX », twĭpfūza gutôrorokanya amazína y'úruháro yērékeye ingoma y'Úburŭndi ivugwá kó yōbá yátānguye mu kīnjana cā XV. Twĭpfūza kuyádōndōra nêzá dúfatiye ku bivúgwa ku bāntu nó ku bīntu mu kuyátōrorokaniriza hamwé mu gitabu cā kazīndūzi. Twĭpfūza kăndi kuyîhwêza, tukamenya uruhára rw'îzína rimwêrimwé mu kumenyēsha akăhise na cānecâne ingoma y' Úburŭndi.

Mū ntângamárārá rēró, twāvúze igitúma twĭyumvīriye gukórera ku kăhise k'Úburŭndi na cānecâne ingoma y'Úburŭndi. Dusānzwe tûzi kó akăhise gategûra kazôzá; akăhise k'Úburŭndi karakeneye kumenyēkana kăndi abatōhōji batarí baké băgīye barîtwārarika kugatōhōza. Ni na có gitúma vyătubēreye ngōmbwá kó twīsûnga abo batōhōji mu gutôrokanya amazína y'úruháro túyavōma mu bitabu bitāndúkānye băgīye barāndika. Twăcīye túrāba ingéne yagîye aradôndōrwa ahó bikenéwe turayagirira umwîhwēzo. Ivyo rēró turîzēye kó bizôfásha uwo wĕse akenéye kumenya akăhise bítamugôye na cānecâne kó bisānzâye mu bitabu bitāndúkānye tukaba twâragérageje kuvyēgeraniriza hamwé.

Abāntu bĕnshi bōkwîbaza bati ni kukí twăkoreye ku mazína y'úruháro. Twăhisemwó amazína y'úruháro kubêra arí isôko ntāngeré yó kumenya akăhise k'Úburŭndi. Aríko, nûbwó birí uko, hari ivyó tutăshoboye gushikakó: ntitwăshoboye kuyátōrorokanya yŏse kukó ni mĕnshi cāne; hari amazína amwâmwé tutărōnka ibiyavugwakó bitwĕreka uruhára rwâyo mu kumenyēsha akăhise. Aha twōvuga nka MWÊZI Barīndamūnká, NTÁRE Kivīmira, MWĀMBUTSA Nyarushāmba, RWĀMATŎRE,... Kubêra uburyó n'úmwănya twākenye twăsomye ibitabu biké. Ntitwăshoboye kăndi gusoma ivyătōhōjwe birí mu binyámakurú vy'ítōhōza, ivyăbūwe mu majwí birí mū nsāmirizi y'Úburŭndi, mw'īshírahámwe mpūzamakūngu rijējwé ivy'índero (UNESCO) n'áhăndi. Irŭhānde y'ĭvyo

tutăshoboye gushikakó, harihó n'ívyătugōye: ibitabu vyĭnshi biri mū ndími mvâmahănga, vyăsaba kó tubihĭndura mu kirŭndi; amazína mĕnshi ntiyari kó utwâtuzo twērékana ingéne asomwá gútyo vyăsaba kó tuyătura. Kubw'ĭvyo rēró nsavye kó iki gikórwa cōkwūngânirwa.

Igikórwa có gutûngānya kazĭndūzi y'íkirŭndi ni igikórwa kiníni kăndi kitōróshe namba.

Ni có gitúma dusavyé ibi bikuríkira:

- Abarōndezi b'úrurími rw'íkirŭndi na cānecâne abĕgwa n'ígisáta cā kazĭndūzi bōfátwa mu mugôngo kukó ururími rutagirá kazĭndūzi ruba rúfise agaháze;

- Rēta yōhá ikibănza gikwĭyé ikirŭndi, kigasúbizwa itêká kukó kugíra ngo igihúgu gitēré imbere, ni ngōmbwá cĭtwârarike ururími, amatêká, akăhise hamwé n'ímicó n'ímigēnzo kavūkíre;

- Abĭpfūza kubāndanya isemo tugejéjeko bōkwībānda ibi bikuríkira:

+ Amazína y'ímiryāngo

+ Amazína y'úruháro y'ímigirwa n'ímigēnzo

+ Amazína y'úruháro y'ímihîngo n'întârá z'Úburŭndi.

...

## VII. IBITABU VYĂKORĒSHEJWE

### 1. KAZĪNDŪZI

DUBOIS J. et DUBois C., *Introduction à la lexicographie, le dictionnaire*, Paris, Larousse, 1971.

DUBOIS et alii, *Dictionnaire de la linguistique*, Paris: Librairie Larousse, 1973.

RODEGEM (F.M), *Dictionnaire Rundi-Français*, Tervuren; Annales du Musée Royal d'Afrique Centrale, 1970.

### 2. IBITABU BIVUGÁ AKĂHISE N'ÍMICÓ Y'ÁBARŬNDI

BAHENDUZI M., *Le Rituel du muganuro dans l'histoire du Burundi des origines au 19è siècle*, Paris, 1991.

CHRETIEN J.P., Burundi : *Histoire retrouvée, 25ans de métier d'historien en Afrique*, Karthala 1989 et 1993.

EGGERS E.K., *Historical Dictionary of Burundi*, 2006.

GAHAMA A., *La Reines mères et ses prêtres au Burundi*, Nanterre, 1979.

GAHAMA J., *Le Burundi sous l'administration Belge*, Paris, Ed.Karthala, 1983.

GHYSLAIN J., *La Féodalité au Burundi*, Bruxelles, ARSOM, 1970.

GORJU J., *En Zigzags à travers l'Urundi*, Bruxelles, 1938.

GUILLET C. et NDAYISHINGUJE P., *Légendes Historiques du Burundi*, Karthala, CCB, 1987.

KAGAME A., « La Chronologie du Burundi dans les genres littéraires de l'ancien Rwanda, Revue de l'U.B, 1978-7.

MEYER H., *Les Barundi*, Traduit de l'allemand, Paris, 1984.

MUKURI M., *Dictionnaire chronologique du Burundi : De MWEZI Gisabo à la chute de la monarchie (de 1850 à 1966)*, Bujumbura, 2001.

MWOROHA E., *Peuples et Rois de l'Afrique des Lacs : Le Burundi et les Royaumes voisin au 19ème S*, NEA, Dakar, 1977.

MWOROHA E., *Histoire du Burundi des origines à la du 19ème S*, Hatier, Paris, 1987.

NDAYISHUNGUJE P., *L'Intronisation d'un Mwami au Burundi*, Paris, Nanterre, 1978.

NDORICIMPA L. et GUILLET C., *L'Arbre-Mémoire, Traditions orales du Burundi,* Paris Karthala, 1984.

NSANZE A., *Un domaine royal au Burundi : Mbuye (environ 1850-1945),* Paris, Societé Française d'Outre-Mer, 1980.

NSANZE A., *Le Burundi ancien : L'économie du pouvoir de 1875 à 1920,* Paris, *Harmattan, 2001.*

NTAHOKAJA J.B., *Imigáni n'íbitito*, Bujumbura, 1976.

NTAHOKAJA J.B., *Imigēnzo y'íkirŭndi*, Bujumbura 1978.

NTAHOMBAYE P., *Des Noms et des Hommes, aspects psychologiques et sociologiques des noms individuels au Burundi*, Karthala, 1983.

RODEGEM F.M., *Anthologie Rundi,* Armand Collin, 1973.

RODEGEM F.M., *Essai d'onomastique Rundi*, 1965.

RODEGEM F.M., *La fête des premices au Burundi in Africana Lingiustica V,* Tervuren, AMRAC 1971.

SIMONS E., *Coutumes et Institutions des Barundi*, Revue juridique du Congo Belge, Elisabeth 1944.

VANSINA J., *La légende du passé, Traditions orales du Burundi*, Tervuren, AMRAC, 1972.

WARREN W., *Historical dictionary of Burundi*, Scarecrowpress 1976.

ZUURE B., *Croyances et Pratiques religieuses des Barundi*, Bruxelles, 1929.

### 3. IBITABU VY'ÚMUTSÎNDO

BIGIRUMWAMI J., *Les Toponymes du Burundi : éléments pour une analyse morpho-syntaxique des noms des lieux*, Université de la Sarbonne Nouvelle, I.N.L.CO, 1983.

BOYAYO A.et BUTARE T., *Abregé d'histoire du Burundi*, Bujumbura, 1970.

MINANI A., *La Fonction narrative des noms propres dans les contes kirundi*, Bujumbura, 2001.

NDAYISHIMIYE D., *Ntarugera, un grand chef du Bweru* (fin XIXès- début XXès), 1982.


NDAYIZIGA C., *Baranyanka et la Chefferie du Kunkiko-Mugamba*, Bujumbura, 1987.

NGENDANZI F., *Nduwumwe et la chefferie de Buyenzi*, Bujumbura, 1979.

NIYONZIMA J., *Kazīndūzi y'ámajāmbo yērékeye ubugeni*, Bujumbura, 2004.

## VIII. INYÓNGERÁ


### 1. Amakáratá: ikáratá yā mbere




Ibibānza vy'úmuganuro

Isôko: NDORICIMPA L. et GUILLET C. 1984


Ikáratá yā 2




Kirwa n'āhó bibāngábānganywe

Isôko: NDORICIMPA L.et GUILLET C.1984


Ikáratá yā 3




Iyáguka ry'Úburŭndi kuva kurí Ntáre Rushatsi gushika kurí Ntáre Rugămba (Mū mpéra y'íkīnjana cā 17-hagáti mu kīnjana cā 19)


Isôko: NDORICIMPA L. et GUILLET C. 1984

Ikáratá yā 4





Isôko: MWOROHA E. 1987: 117

Ikáratá yā 5




Isôko: MWOROHA E., 1987: 117


Ikáratá yā 6




Imirwa y'ábămi mu Burŭndi (mū mpéra y'íkīnjana cā 19


Isôko: NSANZE A., 1980: 15

Ikáratá yā 7





Isôko: MWOROHA E., 1987: 215

Ikáratá yā 8




Isôko: GAHAMA J., 2000: 22 (2ème Ed)


**Ikáratá yā 9**




Abagánwa bakúru bó mu Burŭndi (1908)

Isôko: GHISLAIN J., 1970: 9


**Ikáratá yā 10**




Imirwa mikúru y'întwâro n'ímigirwá y'úbwămi


Isôko: NDORICIMPA L. et GUILLET C., 1984

**Ikáratá yā 11**





Isôko: MWOROHA E., 1987: 219

Ikáratá yā 12





Isôko: MWOROHA E., 1987: 211

**Ikáratá yā 13**





Isôko: MWOROHA E., 1987: 157

**Ikáratá yā 13**





Isôko: **MWOROHA E., 1987: 157**

**Ikáratá yā 11**




Isôko: MWOROHA E., 1987: 219

**2. Amashusho**


















7.




8.



9.



10.



11.



7.



8.



9.



10.



11.



1. **Ikigabiro c'í Bunywânkóko căshīnzwe na NTÁRE Rushatsi (mū mpéra y'íkīnjana cā 17) i Nkóma.**
2. **Igíti c' í REMĒRA i NINI cēgúkira NTÁRE Karemēra**
3. **Icǐbare c'íngoma c'í Bānga**
4. **Imbere mu cǐbare c'íngoma c'í Bānga**
5. **Inkīnzo**
6. **Umurwa mukúru w'í Mbuye: ni hamwé mu bisígarīra vy'íbigó vyā MWÊZI Gisābo**
7. **Umwămi MWÊZI Gisābo imbere gatōyí y'úrupfú rwîwé**
8. **Ingene băja kuraguza (ukubāndwa)**
9. **Inakigabiro, ingoma níni yó mu cǐbare cā Higiro**
10. **Nyabúhoro, ingóma yarí yûbashwe yó mu cǐbare c'í Bānga**
11. **Ihûriro ryā Mucéce na Nyavyāmo, ahó bǐmikira abămi (MWÊZI murí 1850, MUTÂGA 1908, MWĀMBUTSA 1915)**

**Ahó twăbikūye: MWOROHA E., 1987: 260-269**

**3. Ibití ndôndamvyâro**

Menye nêzá: Amazína arí murí iyi kazīndūzi yānditse mū nyugúti zikazé.

**1. Igití ndôndamvyâro cā Ndîvyāriye mwĕne NTÁRE Rugămba**

**NTÁRE RUYĒNZI (±1796 - ± 1850)**

↓

**NDÎVYĀRIYE (±1800- ±1850)** (Umugánwa mukúru yahágarikiye MWÊZI Gisābo mu butó bwîwé)

↓

NASĀNGO (MASANGO canke BIHONZI (**± 1820 - ± 1850)**
Yarí umugánwa akoméye inyuma y'úrupfú rwā NDÎVYĀRIYE ahava yīcwa na MWÊZI GISĀBO)

SÊBANÁNI (**± 1830 - ± 1900)**

BÍTŎNGORE (**± 1840 - ± 1910)**
Yĭshe impfīzi y'úmwămi MWÊZI GISĀBO, aca ategeka ngo bamwĭce.

SÊBANÁNI ↓ BUSOKOZA **(±1900 - ± 1910)**

NASĀNGO ↓ KANUGÚNU (**± 1890 - ±1905)**
(Yĭshwe n'Ábadăgi mu 1905)

↓

MBĀNZABUGABO **(1910 - ± 1930)**
Yarânse kwêmera umwămi MWĀMBUTSA Bāngiricênge mu 1915, aca agwāna na NTĀRUGÉRA. Yarîshikanye kwā MWĀMBUTSA mu 1921, ahava yīcwa mu 1930

**Isôko** : GHISLAIN J., 1970: Igicápo cā 2

2. **Igití ndôndamvyâro cā RWĀSHA** (umugánwa yāmûka kurí NTÁRE Rugămba)

**NTÁRE RUYĒNZI**

↓

**RWĀSHA (± 1810 - ±1860)**


- Ni mwĕnenyina na BIRORI ku Mwămikazi NZIRAMIBĀNGO
- Ni wé yĭmitse umwămi MWÊZI Gisābo, mu kumúterura akamwēreka abāntu.

RWĀSHA yavyâye abahŭngu 15:

| **Abămikazi** | **Abahŭngu** |
|---|---|
| INÁMUKEREKEZA | -RURAKĒNGEREZA cânké NTÂNGO<br>-BWÊNGE<br>-SÊKAVĀBUHA<br>-TUYOBOTSE<br>-INÁBAMŎBWA cânké BIGABO |
| MATURÍRE | -BIKORIBÂGA<br>-KITÂMBUTSI<br>-SÊMUTŬNGWA<br>-NYAMUYAZA<br>-RUGABÉ |
| KWÊZI | -KISHĀMBA<br>-NIYŌNGÉRE |
| MAKACA | -KINYÁMURÍMA |
| INABIRĒNZWA | -CĀGIRA<br>-NÂMA |


**Isôko** : GHISLAIN J., 1970: Igicápo cā 12

**3. Igití ndôndamvyâro cā BIRORI**




**Isôko: GHISLAIN J., 1970: Igicápo cā 6**

**4. Igití ndôndamvyâro cā BÁRĂNYANKA (Umugánwa yāmûka kurí NTÁRE Rugămba)**




**Isôko: GHISLAIN J., 1970: Igicápo cā 6**

**5. Abahŭngu bāmûka kurí NTÁRE Rugămba**

| Abămikazi | Abahŭngu |
|---|---|
| 1. INÁMIRĬNGA | **1. NDÎVYĀRIYE** |
| 2. NZIRAMIBĀNGO | **2.BIRORI**<br>**3.RWĀSHA** |
| 3. INÁBĀZI | 4. RUTĀNDAGURA |
| 4. ZÛBA | 5.NDĀTIMÂNA |
| 5. NYAMIRIMA | **6. TWĂREREYE** |
| 6. NDINÍBĀNGA | 7. SERURWARWA |
| 7. INAMVĀNO | 8. NĀKIVÚGA |
| 8. MUCÚRORÁ | 9. GIKURUBĒBA |
| 9. GAKŪRA | 10. RUBĀNGUKA<br>11. RUHĪZA |
| 10. MPŌNGANO | 12. ZŪRU |
| **11. VYĀNO** | 13. BUSUMANO<br>14. **MWÊZI GISĀBO** |


**Isôko:** MWOROHA E., 1987: 159

**6. Indôndamvyâro y'ábagánwa bakúru bákuru b'Ábatare (1850)**

- **Ntáre Rugămba**
  - **Ndîvyāriye**
    - Vyēndahăfi
    - Nasāngo
    - Sêmpânzi
    - Kirîmâna
    - Sêbanáni
    - Bitŏngore
    - Rugari
  - **Rwāsha**
    - Rurakēngereza
    - Bwênge
    - Sêkavābuha
    - Tuyobotse
    - Inábamōbwa
    - Bikoribâga
    - Gitâmbutsi
    - Sêmutŭngwa
    - Nyamuyaza
    - Rugabé
    - Gishāmba
    - Niyōngére
    - Kinyamurima
    - Cāgira
    - Nâma
  - Birori
    - Bitebanyi
    - Mudári
    - Sêbavyêyi
    - Ruganyu
    - Muziga
    - Zûba
    - Kirézi
  - Busumano
    - Rugumanya
    - Mugwêngezo
    - Ruhāza
    - Rwâmatŏre

**Isôko**: MWOROHA E., 1987: 160

7. **Igití ndôndamvyâro cā MWÊZI Gisābo (ku mwǎmikazi Ririkumutíma), MUTÂGA Mbīkije, na MWĀMBUTSA Bāngiricênge**





**Isôko: GHISLAIN J., 1970**

**8. Abahŭngu bāmûka kurí MWÊZI Gisābo**

| **Amazína y'ábămikazi** | **Amazína y'ábahŭngu bâbo** |
|---|---|
| INÁBAMÓSO | NANGŌNGO, SÊBUDĀNDI |
| INABISĒNGE | MAHĬNGA, KIJOGORI, NTUHUSHIRÁ |
| INABAKUZA | SÊTŌBŌRWA, MACÚMU, NGUMIJE |
| INABEREGE | MAYĀBO, MUHÍTIRÁ |
| MUSANÍWĂBO | **NTARUGÉRA,** GITĀNDAZI, RUGEMA |
| INABĀNTU | KABŌNDO, NYAMUMIRA |
| RIRIKUMUTÍMA | **NDUWŬMWE,** KARABÔNA, **BĀNGURA**, NGĀNGUZI, BISHĪNGA. |
| BITAMO | - |
| INÁRWÎMO | BIKINANÍNTĀMA, NSANGABANE |
| NTIBASHIRÁMAKĒNGA | GICŌNDO, |
| GIHĬMBĀRE | BARĀNGĒNZA |
| NTIBANYĬHA | **MUTÂGA MBĪKIJE** |
| INASĪZE | - |


**Isôko :** MWOROHA E., 1987: 224

**9. Igití ndôndamvyâro cā Máhĕmbe (Ntáre y'î Nkóma wā nyuma)**




**Isôko : GHISLAIN J., 1970: igicápo cā 35**

**10. Igití ndôndamvyâro cā MÚTĀGA SÊNYAMWĪZÁ**




**Isôko:** MWOROHA E., 1987: 142, GHISLAIN J., 1970: igicápo cā 31

**4. Icēgeranyo c'ámazína yavúzwe murí iyi kazīndūzi y'ákăhise k'Úburŭndi : ibihe ku bĭndi**

| IBIHE | AMAZÍNA |
|---|---|
| Ikīnjana cā 14 | Ntwêro yatwâra Ubutūtsi n'Úmugămba wó mu burârūko aca avyāra Nsoro na Jabwe |
| Ikīnjana cā 15 | - umūzo wa NTÁREI Rushatsi (ku bavúga ibihetangabo vy'íngoma biné) avugwá kó yōbá yávyāwe na Jabwe ku mugoré wa Nsoro, kó yōbá yâmūka i Nkóma, mu Buha, mu Rwānda,.... Yacîye ashînga ivybare vyā Mbuye, Kigănda, Bukêye, Murāmvya; íngoma Karyēnda n'ámabānga bijānyé : Mukâ-Karyēnda, Sêmasáka, ....<br>- Umūzo wa Kirānga avugwá kó yashíkiye i Ngāra, i Mugera (mu Mâna zā Mugera), i Ngōzi (mu Vyêrwá vyā Ngōzi) |
| Ikīnjana cā 16 | -Abavúga ibihetangabo vy'íngoma biné, bavuga murí ico kīnjana abămi NTÁRE II Kibogora, MWÊZI II, MUTÂGA II na MWĀMBUTSAII aríko abavúga ibihetangabo bibiri ntaco bavugá kurí ico kīnjana kukó ku bw'ăbo ingoma y'Úburŭndi ntiyarí bwâbehó ico gihe. |
| Ikīnjana cā 17 | umūzo wa NTÁRE I Rushatsi (ku bavúga ibihetangabo vy'íngoma bibiri) aríko abavúga ibihetangabo vy'íngoma biné batubwīra NTÁRE III Kivīmīra na MWÊZI III Kavūyimbo. |
| Ikīnjana cā 18 | - MUTÂGA Sênyamwîzá yabângabānganywe n'úmwămi w'Úrwānda Cyrima Rujugira (ku bavúga ibihetangabo vy'íngoma bibiri). Abavúga ibihetangabo biné bamwīta MUTÂGA Sêbitŭngwa kăndi bamushira murí ico kīnjana cā 18.<br>-MUTÂGA Sênyamwîzá yarôngoye Inabizōza umukŏbwa wa Cyrima Rujugira;<br>-Intāmbara hagáti ya MÚTĀGA Sênyamwîzá n'úmwămi w'Úrwānda Cyrima Rujugira: MUTÂGA Sênyamwîzá yayígūyemwó aca ahāmbwa i Bundandāri,<br>-Hărīmye kândi MWĀMBUTSA Mbariza (ku bavúga ibihetangabo bibiri); abavúga ibihetangabo biné bamwīta MWĀMBUTSA Nyarushāmba. MWĀMBUTSA Mbariza rēró yĭtwa Ntisēmbērwa ahava yīma kw'ízína ryā MWĀMBUTSA igihe sé MUTÂGA Sênyamwīzá atānzé.<br>-Mū mpéra y'íkīnjana cā 18, hĭmye NTÁRE Rugămba yabângabānganywe |

| | |
|---|---|
| | n'ábămi batatu b'Úrwānda: Mibâmbwe Sêntābyó, Yuhi Gahīndiro na Mutára Rwōgéra.<br>-NTÁRE Rugămba yarîgaruriye Ubugesera bwā Nsoro Nyabarega |
| Ikīnjana cā 19 | - NTÁRE Rugămba yarâguye igihúgu mu kwîgarurira Ubushí n'Ímbo,<br>- Yarîgaruriye Ubuyogoma abânje kurwāna n'úmwămi Ruhaga yatwâra iyo ntârá, yarîgaruriye kăndi Ubugúfi,<br>- umūzo w'ábagarariji Ntibirângwá na Fūmbije,<br>- ikīngirwa ry'întârá nshăsha n'ábagánwa Ndîvyāriye, Rwāsha, Birori na Busumano; abahŭngu bā NTÁRE Rugămba,<br>- Umwămikazi Vyāno yarávyāranye na NTÁRE Rugămba umwămi MWÊZI Gisābo, ivyo vyăvūye ku kugéne umwămikazi Nziramibāngo yarí yarácīye imvyâro yashize mu buriri uwo musĕngezana wîwé Vyāno igihe umwămi yarí yâhîmvye.<br>- I Nkŏndo: intāmbara ya MWÊZI Gisābo na Twărereye bápfa gusúbirira NTÁRE Rugămba<br>-umūzo w'ábagarariji Kirima yīgaruriye intârá yó kū Nkīko y'Úmugămba ahava ayākwa n'úmugánwa Barănyanka na Macōnco hahava haba amasēzerano ya MWÊZI Gisābo n'ábadăgi i Kigănda. |
| Mū mpéra y'ikīnjana cā 19 – Mū ntângo y'icā 20 | - Abagarariji Kirima na Macōnco băkomeje kugarariza MWÊZI<br>-Urwîmo rw'Âbêzi n'Ábatáre : Sêbudāndi (umwêzi) yarîrukanye abahŭngu bā Birori (Abatáre), …<br>- Mahĕmbe ni uwā nyuma yarângūye ibānga ryā Ntáre y'í Nkóma;<br>-Tīnya-Cībare na wé ni uwā nyuma yarângūye ibānga ryā Mwāmbutsa w'í Magămba;<br>- Kēbeya ni uwā nyuma yarângūye ibānga ryā Nzóbe y'í Kirwa;<br>- Gapaya na wé ni uwā nyuma yarângūye ibānga ryā Inankoni. |
| Mu kīnjana cā 20 | -Hīmye MUTÂGA Mbīkije ahagarikirwa na Ntārugéra n'úmwămikazi Ririkumutíma nyina wa Ndúwŭmwe, Karabôna, Bāngura, Ngānguzi na Bishīnga. Mutâga yahávūye atânga yîshwe na mwênewâbo Bāngura;<br>-Mwāmbutsa Bāngīricênge yacîye yîma ahagarikirwa na Ntârugéra, Ririkumutíma na Karabôna. |

**5. Urutŏnde rw'ámazína y'úruháro yasârūwe**

Ababānda
Abacŏndori
**Abagára**
Abahănga
**Abahimá**
**Abahânza**
Abahîmba
**Abahîrwá**
Abahēka
Abahānda
Abahŏndōgo
**Abahutú**
**Abajîji**
Abāmbutsa
Abanyákaráma
**Abanyuka**
Abasapfu
Abasēnge
**Abashûbi**
Abashôká
Abasígi
Abasoro
Abatâga
Abatáre
**Abatīmbo**
**Abatūtsi**
**Abatwá**
Abavubikiro
**Abavumú**
Abavuna
Abêgá
Abênêngwé
Abêzi
Akanyáru
**Abîru**
**Bānga**
**Bāngura**
Barāmbá
**Barănyanka**
Bicura
Bihīnda
Bihizi
Bikīnga
Biremé
**Birori**
Biroro
Bisoro
Bitōngore
Bucana
Budândari
Budêngeri
Bukakwa
Bukwâvu
Butámenwá
**Bukêye**
Bukubá
Bunywânkóko
Buruhūkiro
Burūnga
Busīga
Busumano
Butáre
Buvúgarímwe
Buyēngero
Buyôngwe
Cōhôha

Cōyá
Cyrima Rujugira
Gakămba
**Gapaya**
Gashinyira
Gatábirora
Gatsīndiye
Gihāna
Gihéke
Gihĭnga
**Gikônge**
Gikôré
Gisáka
**Gishōra**
Gitănga
Gitéga
Gitovu
Hararâwe
**Higiro**
**Inabataramuka**
Inabizōza
Inakibīndigiri
Inakigabiro
Inagiswăswa
Inamabuye
**Inámukomacôto**
Inámujândi
**Inankoni**
**Jabwe**
Jīji
Jurugati
Juru rya kugwa
**Juru ry'í Kagōngo**
Jurwe
Kabuye
**Kabwá**
Kagari
**Karabôna**
Karamá
Karemēra Rwāka
**Karyēnda**
**Kēbeya**
Kējári
Kibāmba
Kibāngo
**Kibûrwá**
Kidásha
**Kigănda**
Kigeri Rwābugiri
Kijogori
Kinyaga
Kinyoni
**Kirima**
**Kirānga**
**Kirwa**
Kivyêyi
Kôgabămi
Kwītāba
Mabāngo
**Macōnco**
**Magămba**
**Mahĕmbe**
Majeje
Mămfu
Maragarāzi
Mashíra
Masībé
**Mbíbe**

Mbîzi
**Mbuye**
Mikóre
Mirehe
Mitímigâmba
Mpēhe
Mpǐnga
**Mpotsa**
Mubarāzi
Mudári
Mugǎmba
Mugaruré
Mugwêngezo
**Muhabūra**
Muhagaze
Muhâmbwe
Mujējuru
**Murāmvya**
Murêmbwe
Murimírwa
Muróre
Musîné
Mutāho
**Mutâga**
**Mutâga Mbīkije**
Mutâga Mutabāzi
Mutâga Sêbitǔngwa
**Mutâga Sênyamwîzá**
Mutára Rwōgéra
Mutára Sêmugéshi
**Mutwēnzi**
Muhanama
**Mukâ-Karyēnda**
**Mukâ-Kirānga**
Muyǎnge
Muyǐnga
Muzēnga
Muziga
Môsozi
Mwākīro
**Mwāmbutsa**
Mwāmbutsa Nyarushāmba
**Mwāmbutsa Bāngīricênge**
**Mwāmbutsa w'í Magǎmba**
**Mwêzi**
Mwêzi I Barîndamūnka
Mwêzi III Kavūyimbo
**Mwêzi Gisābo**
**Mwêzi Ndagushīmiye**
Mwītêká
Nangōngo
Nasāngo
Ndabâzi
Ndāgo
Ndarishikije
**Ndimiye**
**Ndîvyāriye**
Ndora
Ndugú
**Nduwǔmwe**
Ndwâno ya Runyota
Nkokoma
**Ngoma ya Sácēga**
Ngomânte
**Ngōzi**
Ngwīje
Nkānda
Nkokoma

**Nkŏndo**
**Nkîko Mugămba**
**Nsoro**
Nsoro Nyabarega
Ntahushirá
Ntakiyîca
Ntāngo
**Ntáre**
Ntáre Karemēra
Ntáre Kibogora
Ntáre Kivīmīra
**Ntáre y'î Nkóma**
**Ntáre Rugămba**
**Ntáre Rushatsi**
Ntarīndwá
Ntārubíbe
**Ntārugéra**
**Ntibirāngwá**
**Ntīháböse**
Ntotwa
**Ntwêro**
Ntūnda
**Nyabikāka**
Nyabarega
Nyabarôngó
**Nyabúhoro**
Nyamabuye
Nyamígāngo
Nyamirira
Nyamiyaga
Nyamuragura
**Nyamwêru**
**Nyamwîzá**
**Nyāngemânya**
**Nyarurago**
Nyavyāmo
**Nyenúmugămba**
Nziramibāngo
**Nzóbe y'í Kirwa**
Remēra
**Ririkumutíma**
**Rubâmbo**
**Ruburisóni**
**Rubūngira**
Rucēbera
Ruciteme
Rugema
Ruhāza
Ruhīnda
Ruhīndukira
**Rukīnzo**
Rukômbamâzi
Rugabé
Rugănzu Ndôri
Rugema
Rugeyo
Runyínya
Runyota-Kanyárufūnzo
Rurakēngereza
Rusábiko
Rusāvya
Rusēngo
Rushwāti
Rushyá
Rusĭzi
**Rutênderi**
Ruvubú
Ruvuna

Ruvyirônza
Rwăjekĕra
Rwāma
Rwāmatŏre
**Rwâmo**
**Rwāsha**
**Rwêro**
Rwīhînda
Rwíntămba
**Rwōga**
Ryāgōmbe
Sabúkēye
Sâgá
Shaka
Sêbanani
Sêbavyêyi
**Sêbudāndi**
Sêkĕre
Sêgahănza
**Sêmasáka**
Sêmpânzi
Sêntāma
**Sêntáre**
Sênyamurūngu
Sêrutwá
Sêruvāga
Sêtōbōrwa
Siguvyâye
Tānganika
Tára
**Twărereye**
**Ubugúfi**
**Ubuha**
**Ubugesera**
Uburagáne
Ubushí
**Ukumóso**
**Uburŭndi**
**Ubutūtsi**
Ubuyēnzi
**Ubuyogoma**
Ubwêru
Vūmbi
Vyānda
**Vyāno**
Vyēndahămfi
Wâgá
**Yănza**
Yuhi Mazimpáka

Menya nêzá: amazína yāndítse mū ndóme zikazé ni ayagíze iyi kazīndūzi, ayăndi amwé ari mū ndôndōro y'ămwāmwé mu yagíze iyi Kazīndūzi; ayăndi na yó, nâyó twăsāruye tutăshoboye gushikakó.